# Icicaro Co Muri KAzoza C'Umukwe Wo Mw'Ijuru N'Umugeni Wo Kw'Isi

Jeffersonville, Indiana, USA
02 Myandagaro 1964

1 Reka tugumeduhagaze akanya gatoya, mu gihe twunamitse imitima yacu imbere y'Imana.

ata wa twese wo mw'Ijuru, mu vy'ukuriturakengurutse ku bw'iri bakwe ryo kuba hano kur'uyu munsi, dukoraniye hamwemw'Izina ry'Umwami Yesu. Turasenze ng'uharire ivyaha vyacu, nk'uko turi hanokugira duhindukirize ugukwegerwa kwacu ku bintu bihoraraho no ku Buzima burihakurya yaho ubu buzima bupfa bugarukira. Ubu rero turasenze ng'uduhe ubuyobozibwawe, kw'ukuntu dutegerezwa guhindukira, ivyo dutegerezwa gukora muri kazoza,n'ubu nyene turi hano, kugira turonke ico kibanza turiko… twasezeraniwe.

Hariho benshi bagwaye kandi bakenye mugihugu, kandi ntibararangiza urugendo rwabo. Kandi umwansi wacu w'agahebuza,atari umwansi wacu gusa, ahubwo kandi umwansi wa We, yaje kubarwanya, no gu—noguhagarika ubuzima bwabo, kugira abarungike mu—mumva hataragera. Turiko turabasabira, kur'uyu munsi, kugira Wewe, n'imbabazin'ubuntu vyawe, bube bwinshi bukwire iminsi yabo, gushika ku gihe bagenewe.

2 Hano hantu hakirurutse, canke kur'ikigicaniro harambitse…hano hariho udutambara n'utumanyu. No hanze y'inyubakway'amakoraniro na hirya no hino y'iki kibanza, hariho abaryamye ku dutandatw'ibimuga, inderuzo, abagwaye n'abababaye, bahagaze mu bariko barumviriza basan'abadafise inkomezi zikwiye zo guhagarara.

Oo, Mana Ihoraho, ihezagiwe, niwumveisengesho ryacu mur'iki gitondo, biciye mu maraso y'Umwami Yesu ;ntituriko turaba ku kugabitanya kwacu, ariko turazi ko yagiye mu kibanza cacu,kandi kw'ari We aduserukira kubw'iri sengesho. Reka bur'umwe umwe kandi umwewese akire ku bw'ubwiza bwawe, Mwami.

Hezagira utu dutambara. Igihe tuzorambikwa kubagwaye, reka bashobore gukira.

bu rero Data, tukirindiriye igikorwa nyezinaco gusengera abagwaye, twizera ko gica gikurikira, ducire inzira y'ubuzima,Mwami, kugira dushobore kumenya biciye mw'Ijambo ryawe ivyo dukwiye gukora.Kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

3 Nk'uko vyama biri, ndabifata nk'amwe mumahirwe ahambaye, ukuba mu nzu y'Imana n'ukuvugana n'abantu bayo. Kandi rero,ndabizi ko twuzuye cane, kandi mfise icigwa kire kire cane. Rero nda…nda—ndizigiyeko—ko muza kuba mumerewe neza, ukwobishoboka kwose, gushika turangije Ubutumwa.

4 Rero, harashushe, ariko turakengurutse kubw'icuma gitanga akayaga. Ariko, hamwen'umugwi w'abari ngaha ungana uku, nta cuma gitanga akayaga co kuhitaho kibaho,kubera imibiri yanyu ari imashine itanga ubushuhe, hafi ibipimo mirongicendan'umunani, kandi iguma isohora ubushuhe, twegeranye. Ariko ndi—ndizigiye kw'Imana iza kubatuma mwiyumva neza ukwoishoboye kwose.

5 kandi iyo turi ngaha, kandi tukacomekeranamw'ikoraniro nk'uku, no—sinarikuba naje hano, mu buryo na bumwe, iyo ntaba niyumviye kwari ukubafasha, yabantiyumviye kwari ukubagirira neza, kandi ko mwovyungutseko, mukuza. Kandi rero,ndazi na jewe kw'ata gihe kinini dufise co kubikora, ko tu—turiko turashika kuri ma—masaha yo guheraherezako, kandi ngo—ngomba gukamiye buri mwanya wose, ukwo nshoboye, kubw'Ubwami bwiwe. Kandi ubu ndizera ko Umwami Imana aza kuduhezagira mu kanyadukoranye.

6 Ngomba kubibabwira ko ejo, nari nagiye mubibanza bitandukanye, kuraba bamwe mu bagwaye no mubamerewe nabi, mu nzuz'ingenzi, kandi ntegerezwa guhura na bamwe mu bajejwe itunganwa mur'iyi ndwi,bimwe mu bibanza vy'uburiro. Nk'akarorero, nari hariya i Ranch House mur'iyindwi, hariya hirya, uwujejwe iitunganwa yariko arandamutsa tutanguye. Aravugaati : « Mwene Data Branham. » Naribajije ukuntu yamenye. Acaavuga…

Ndavugaati : « Uri uwujejwe integuro ? »

Aravuga ati : « Ndi segaba. »Aca avuga ati : « Egome, abantu banyu baza gufungura hano, bavuyehariya hepfo. » Aravuga ati : « Ba… »

Nca mvuganti : « Emwe, ndibaza ko baza ar'isinzi. »

Aravuga ati : « Mushinganta, n'umwemu migwi y'abantu myiza cane noba narigeze kubona. » Aravuga ati :« Vy'ukuri ni beza cane. »

7 Naragiye ku nzu y'ingenzi ku munsi w'ejo,kuraba umupfasoni akiri muto nashaka ko tuvugana, se wiwe na nyina wiwe nihobari bari, icumba y'inzu y'ingenz…barimwo.

Aravugaati : « Kandi uri mwene Data Branham?» Ni hariya kuri Oaks.

Ncamvuga nti : « Ego, mushinganta.»

Aravuga ati : « Ngomba kukuramutsandagukoze mu minwe. » Aravuga…Aca abwira umugore wiwe uwo ndiwe, umugwi wababiri bubakanye mwiza cane. Baravuga bati : « Buri muntu wo mur'iyinzu y'ingenzi aba aje mu bikorane vyawe. Twarayibahebeye. » Aravugaati : « Abandi bakiriya bose turabankira. »

Ndavuganti : « Emwe, ndabashimiye kubw'ivyo. »

Aravuga ati : « Mwene Data Branham,umwe mu mugwi w'abantu mwiza cane noba narigeze kubona, n'abantu baza ngaha,baje mu bikorane vyawe. »

8 Narinjiyeyo ejo ku mugoroba ku mugenzi wanje,umushingantahe Becker aba harya hepfo, kandi iminsi namye nkunda imikate yiwe.N'umu…We, nari ndamuzi nk'iri umusore ; ubuzima bwanje bwose nari ndamuzi.Hariho umugwi wa babiri bubakanye bicaye ku—kibanza ca kera, hariya hepfo kuri Riverside Hotel.Rero bara…Umushingantahe Becker aravuga ati : «Billy?»

Ndavuga nti: «N'ibiki Homer?» Turazinanye neza vy'ukuri.

Aravugaati : « Ngaburira abantu banyu bose baje hariya. »

Abashika amajana abiri canke barenge kuriburi munsi w'Iyinga, bafungura kuri Blue Boar. Kandi aho nja hose ndumvaamajambo avugwa y'ukuntu muri abantu beza.

Uwo mugabo yaravuze ati : « Hariyahepfo kuri Riverview, hariya hepfo, » aravuga ati : « kiryakibanza cose gifashe n'abantu baje mmu gikorane. » Aravuga ati :« Hazobaho amajana n'amajana y'abantu batazoshobora kwinjira. »

9 Rero, mukuba ukwo, kubwanje, muri umunyu w'isi.Nda—Ndanezerezwa no kwumva ko mfise ibakwe ryo kubwiraubutumwa abantu abo n'abanyavyaha n'abandi bantu…Simvuze ko abo bantu ariabanyavyamuha, ariko nashatse kuvuga abantu, b'abanyamitahe n'abandi, bashoborakuvuga ko muri abantu beza, kandi bakabashima mu bikorwa vyabo, hirya no hinomu bibanza vyabo. Murazi, ukwo n'ugusosa nk'umuntu. Ndashima inyifato yanyu,uburyo mufata neza ibintu.

Nama iminsi yose mvuga nti :« Nihagira uwuza ngaha akaba adafise amahera kugira yirihire ayomwamuciye, musabwe guca mumpamagara. » Murabona ? Ndavuganti : « Tuzoca tugira ico dukoze kur'ivyo. » Kandi navuzenti : « Iminsi yose mubagaburire, baba bafise amahera cankebatayafise. » Murabona, ikintu ico ari cose kirashobora gukorwa.

Ndiyumvamwo ko muri abana banje. Muri—muri inyenyeri izo nzo…Ninaramuka ndose n'imweninashika hariya, muzoba ako kabuyenge, gakayangana, ku—ku gitsibo c'igikorwa c'ibango canje. Nicambikwaigitsibo, muzoba ako kabuyenge.

10 Kandi narababwiye mu bihe vya heze, kubijanye n'Amashashara Indwi, Ibihe vy'Amashengero, hamwe n'ibintu vya—vyariko biraba.

Kandi n'ubu, mur'iki gitondo, mfise icigwagifise akamaro kanini. Kubwanje, campezagiye cane. Ndizigiye ko kiza kubakorakoukwo nyene. Kandi hamwe noshobora kugitanga mw'ihumekerwa nakironkeyemwo, vyobaari vyiza cane, ariko ivyo biraba Imana, ni Yo ibikora.

11 Narababwiye aho vyobereye, n'ivyobaye, kanditurabona ivyo bintu vyose biriko birashika.

Ubu rero, muri kino gitondo, ngomba mvuge kucigwa : Aho Kuba Ho Muri Kazoza h'Umukwe wo Mw'Ijuru n'Umugeni Wo Kw'Isi,aho bazoba. Kandi kuko nizera ko kubw'ubuntu bw'Imana, twese turi igice c'ubwobutunzi buhambaye bw'Imana.

12 Ubu naho nda—ndizerako muza kunyihanganira, nimutore Bibiliya zanyu, n'amakaramu yanyu, canke icoarico cose mukoresha mu gusoma, kuko nza kwisunga Ivyanditswe vyinshi.Ngerageze guheza ku mwanya ukwiye kugira nsengere abagwaye ; kandi ivyonari nabisezeranye. Ninjiye, mu kanya gaheze, nsengera abari basa n'abacitseintege kandi bataye ivyiziro, bari mu vyumba na hirya no hino.

Kandi Umwami ni yabigomba, birashoboka konzogira ikindi gikorane kw'igenekerezo rya cumi na gatandatu, bishoboka kw'ariic'ugusengera abagwaye gusa.

13 Ndatanguye akaruhuko kanje ubu. Guhera mukwezi kwa mbere guheze, nagumye ndendagenda, none nagarutse hano. Kimwe gusangiye kuzo…nzotegerezwa kujana umuryango wanje i Tucson mu gitondo, hanyumanzoce ngaruka kumara igihe hano muri Kentucky, ndi kumwe na bamwe mu bagenzibanje, turiko turahiga, duhiga imihari, nko mu ndwi zibiri, canke bishoboka koazoba ari iminsi indwi canke umunani, canke cumi, iyo yoba yose, kireste Umwamiandongoreye ahandi hantu. Sindigera menya aho muzoba muri

; ivyo ntavyoturigera tumenya, kuko ivyo biri mu biganza vy'Imana, Imana yo nyene.

14 Ubu rero kur'iki cigwa gihambaye, tu—tu…nibaza ko hamwe nofata umwanya wanje kuri ibi, kuko notegerezwakwinjizamwo ibintu vyinshi, vyofata amayinga menshi. Ariko nanditse Ivyanditswebimwe bimwe, utwandiko dukeya, kugira ntumbereze ku vyiyumviro bikuru bikuruvyaco, kugira bize kubatuma mwiga.

Rero vuba, birashoboka, Umwaminiyabigomba, muri Gitugutu, sinzi ryari,ariko aho ariho hose azoduha, nashaka kuronka i—iminsi mikeya y'ibikoranevy'urutavanako, ku kigabane ca 12 c'Ivyahishuriwe, kugira ndabifatanye n'ibibiri hano. Ôo ndizera ko vyoba ar'ibihambaye. Vy'ukuri niko vyoba biri. Vyobaari ibihambaye kubona ukuntu yakoze.

15 Kandi, iyo dukoraniye hamwe, ejo ku mugorobanavuze nti: "Murazi, iyo ngi..." Mu gitondo, nk'uko bimeze muri burigitondo, niyumviye nti: "Ninaza hano, ndaza kumenya umwe wese mu bagenzibanje ari harya." None rero nza kubigenza gute?

Kuba mfise ngaha, nk'umugenzi wanje mwiza,Umwigisha Lee Vayle yicaye harya inyuma, umugore wiwe mwiza n'umukobwa wiwe. Namwene Data Roy Borders, kandi ndiyumvira, mwene Data Ruddel, mwene Data Beeler,mwene Data Palmer, na mwene Data Jackson. Hamwe na, Ôo bagenzi, ba—ba...baryabene Data b'igiciro bava mu bice bitandukanye! Mwene Data Anthony Milano, hamwena, Ôo, aho uraba hose ubona uyundi mwene Data! Bava hariya muri Arkansas,sinibuka amazina yabo, mwene Data John, mwene Data Earl Martin, na mwene DataBlair. Kandi, Oo,hariho gusa…mu…n'ibintu bitahera, murabona. Ndanezerejwe no kuba mfise umugwink'uwo ukoraniye iruhande yanje igihe ndiko ndigisha Ijambo ry'Imana, abagaboabo niyumvira ko ari abagabo b'abahizi, abantu b'Imana b'ukuri.

16 Ndashima kubw'iri hema ritoya. Ndakengurukakubw'imiryango yaryo itanu yugururiwe abantu. Buri muryango…Dufise abadiyakonibane ngaha, abagabo buzuye Mpwemu ; abazezwabintu bane, abagabo buzuyeMpwemu. Ni babiri kuri buri muryango. Kandi rifise imiryango ibiri y'imbere,kubw'abungere babiri, abungere.

17 Turanezerejwe no kuba tubafise, ivyoturabikengurukira Imana. Reka yame ibahezagira.

Ubu rero tugomba duhagarare akanya gatoya, mugihe turiko turasoma muri 2 Petero ikigabane ca 3, kandi no mu Gitabuc'Ivyahishuriwe 21.

Nk'uko duhagaze, O Mwami, biruzuza imitimayacu umunezero, kubera ugusomwa kw'Ijambo ryawe, tuzi ko Yesu yavuze ati :« Ijuru n'isi bizovaho, ariko Ijambo ryanje ntirizokwigerarinanirwa. » Tuzi kandi ko Yavuze ati : « Ivyanditswe vyosebitegerezwa gushitswa. » Kandi nk'uko turiko turasoma ibi bintu, rekadushobore kuronka ugutahura kuvuye kuri Wewe, igihe turiko turabamwo. Tubisavyemw'Izina rya Yesu, Umwanditsi w'Igitabu. Amen.

18 Petero 3

Abo nkunda, non' iki ni co cete ca kabirimbandikiye, mur' ivyo vyompi ndakangura imitima yanyu ikeye, mbibutsa;

kugirango mwibuke amajambo yavuzwe kera n'abavugishwa n'Imana bera, mwibuke n'icagezwe c'Umwami ni we Mukiza, cavuzwen'abatumwa babatumweko:

iryambere mukwiye kumenya n'uko mu misi y'iherezo hazoza abacokoranyi bacokorana,bakurikira ukwifuza kwabo,

babaza,bat' Isezerano ryo kuza kwiwe riri hehe se? (Namba ibi bidafata wa mugorew'umuhemu...)...Kuk' uhereye aho ba sogokuruza basinzirirye, vyose bihora uko vyamye, uhereye ku kuremwakw'isi.

Kukobiyobagiza ibigirankana yuko kera har' amajuru, n'isi yakuwe mu mazin'ijambo ry'Imana, rikayirema mu mazi.

Ivyovyatumye isi ya kera amazi ayirengera, iratikira:

arikwamajuru y'ubu, bo n'isi, iryo jambo ryabibikiye kuzosha, kugira ngo birindwegushitsa ku musi w'amateka, wo gutikira kw'abatubaha Imana.

Arikwabo nkunda, iri rimwe mweho ntimuryiyobagize, yuko ku Mwami Imana umusi umweumeze nk'imyaka igihumbi, n'imyaka igihumbi imeze nk'umusi umwe.

UmwamiImana ntitebeje isezerano ryayo, uko bamwe biyumvira kw iritevya. Arikoyihanganira mwebge, ntigomba ko hagiraabahona, arikw igomba ko bose bihana.

Arik'umusi w'Umwami wacu uzoza nk'igisuma, a...ah' amajuru azovaho, hakaban'ukwasana

guhambaye...ivy' itanguriro vyose bigashongeshwa n'ikibengebengegikaze, isi n'ibikorwa biri muri yo bigatongoka.

None,kw ivyo vyose bizoshonga birtyo, mukwiye kumera mute mu ngeso zera no mukwubaha Imana,

nomu kurereka ukuza kw'umusi w'Imana muwuhahamiye, uzotuma amajuru ashongeshwa nogusha, kand' ivy' itanguriro vyosebikayagishwa n'ikibengebenge gikaze?

Arikonk'uko yasezeranye, tureretse ijuru risha n'isi nsha, ivyo ukugororokakuzobamwo.

Nico gituma, abo nkunda, kuko mureretse ivyo, mukwiye kugira umwete wo kuzosangwamu mahoro, mutagira ikirabagu, mutarik'umugayo imbere yiwe.

Mwiyumvireyuko kwihangana kw'Umwami wacu ar' agakiza: nk'uko mwene Dataakundwa...Paulo...yabandikiye, uk' ubgenge yahawe bungana.

Yagenjejeartyo mu vyete vyiwe vyose, aho yavuze ivyo: muri vyo harimwo bimwe-bimwebigoye itahura, ivy' abatungu badakomeye bagoreka, nk'uko bagira ivyanditswebindi, bakihamagarira guhona.

Nonemweho, abo nkunda, kuko musanzwe muzi ivyo, mwirinde ngo ntimutwarwen'ubuzimire bg'abatirinda, mugata ugushikama kwanyu.

Arikomukurire mu buntu bga Yesu Kristo Umwami wacu n'Umukiza, no mu kumumenya.Icubahiro kibe iciwe ubu no gushitsaumusi utagira iherezo. Amen.

19 Ubu na ho mu—mu Vyahishuwena Kristo, mu kigabane ca 21, nsoma aya Majambo.

Mbona ijuru risha n'isi nsha: kukw ijuru ryambere n'isi ya mbere vyari vyagiye, n'ikiyaga nticari kikiriho.

Mbona umurwawera Yerusalemu musha, wururuka uva mw ijuru ku Mana, witeguwe nk'uk' umugeniasharizwa umugabo wiwe.

Numva ijwirirenga, rivuye kuri ya ntebe, rit' Eh' ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu,kand' izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kand' Imana ubgayo izobanana bo, izoba Imana yabo.

Izohanaguraamosozi yose ku maso yabo, kand' urupfu ntiruzoba rukiriho, kand' amaborogo nogutaka n'uburibge ntibizoba bikiriho: kukw ivya mbere bishize.

Ivyagira kuriya ntebe iravuga, iti Raba vyose ndabihindura bisha. Kand' it' Andika, kukw ayomajambo ar' ayo kwizerwa n'ay' ukuri.

Kand'irambarira, iti Karabaye. Ndi Alufa na Omega , itanguriro n'iherezo. Ufise inyota nzomuha kunywa kw isoko y'amaziy'ubugingo ku buntu.

Uneshaazoragwa ivyo, nanje nzoba Imana yiwe, na we azoba umwana wanje.

Dusenge kandi.

20 Mwami Yesu, hamwe n'isezerano nk'iryon'imvugo ishimitse nk'iyo iyo Yesu We ubwiwe n'intumwa baduhaye kuvyerekeyeigihe twegereje, duhe, O Mwami, uburongozi bwawe, kugira dushobore kumenya ukwotwocegera mu buryo bwiza. Kubera cashitse, turabizi. Ivyanditswe bitegerezwagushika, kandi n'uko bizoba. Kandi rero, Mwami, turongeye gusaba imbabazi zawengo zibe kuri twebwe twese, mu gihe tugiye kwiga Ijambo ryawe. Ubane na twe,kandi uritwugururire, Mwami, kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Murashoborakwicara.

21 Rero, ndibaza namba hoshobora kuboneka uburyobushoboka ko bozimya amatara mu kibanza abariko barumviriza bicayemwo, bakarekagusa aya hano kugicaniro, ivyo vyoshobora kuba ari vyiza, vyogabanya umuriromukeya. Uwundi mugoroba, twarahatswe guturira ca cuma kihingura umuriro. Rerohamwe abarinzi bobidukorera, twobishima bazimije amatara yo musi, amatara yo mukibanza abariko barumviriza bicayemwo. Kandi rero nibaza ko muzakubibona neza,kugira mwandike.

22 Ubu rero, ndabatangarize kandi umutwew'icigwa, turiko turegerera u—umutwe w'icigwa : Aho Kuba Ho Muri Kazozah'Umukwe Wo mw'Ijuru n'Umugeni Wo kw'Isi.

Rero nk'iko vya…Nza gutegerezwa gukora ibi.Hano haruguru, harashushe cane, murabona. Ego, mushinganta. Nk'uko tu…Ndaziumugore wanje kw'adakunda ko nkora ibi ; ariko…ko nkura ikoti yanje. Hanoharuguru harashushe cane. Murabona, aho murafise akayaga, mu gihe ngahaar'agace kari ukwako, murabona.

23 Rero, mu—muri kazoza, canke…Muri kahise, ahubwo, twarize AmashasharaIndwi, Amashengero Ndwi. Mwene Data Vayle n'abandi ubu bariko barakora kur'ivyo,mu bwizigirwa, kugira babironke mw'ishusho y'igitabu.

24 Kandi turavye ibi bintu vyose bisize ubwengetwabonye biba, aho rero nibaza, mpejeje gutahura ko mugihe tubayemwo,n'igihagararo ; nta n'umwe yoshaka kwicara mu buryo bwumvikana vy'ukuriagasuzuma ivyavuzwe n'ivyasezeranywe ko vyoshitse, n'ivyashitse, atovugakw'ivyo bintu vyashitse. Murabona? Neza na neza ivyo Imana yavuze ko yokoze,yabikoze atakwihenda no ku kadome. Murabona?

25 Rero, niyumviriye kur'ivyo, ntazi igiheUmwami Yesu ashobora guserukirako, niyumviriye ko vyoba vyiza, vyabonetsenk'ibihimbaye Mpwemu Yera ko tubivugako, kandi birashika ko tuzongerakubigarukako, incuro zibiri canke zitatu, kuko sinza kuronka umwanya ukwiyekugira nshobore gutanga ibi vyose.

Ni nk'igihe ukoze ku—ku mutwe w'icigwabishoboka ko gitsitaza umuntu kanaka, ntushobora kukirandirako kugira ukigireicumvikana, aho rero uca usubira inyuma kandi kugira ufate umutwe w'icigwaukurikira.

Kandi rero hanyuma, mu…Umwami niyabigomba,tuzoca tuja kw'ishashara rya 12, oya ahubwo… Murantunga. Ikigabane ca 12c'Ivyahishuwe, kiri hagati y'Ukuza kw'Umwami n'uguherahezwa kw'inzamba,n'ibindi n'ibindi. Ivyo tuzogerageza gusubira kubizana, kugira twerekane Sataniuwo ari we, n'ivyo yakoze, aho ava, intumbero yiwe iyo ari yo, n'ukuntu ubwizabwiwe buhambaye yahawe bwatumye agwa. Ububenshi bwiwe bwatumye agwa; ubwiza.

26 None ukudashoboka kuri buri muntu ashakakubiraba neza gushoboka gute, « uruvyaro » rw'inzoka. Notangaagahinyuza kuri ivyo, kuri buri muntu, murabona, yoshaka kubiraba,ashizemwo—ashizemwo mu buryo ntayegayezwa ugutahura kwa muntu. Umwana yoshoborakubibona. Murabona ? Rero, ivyo tuzobishikako munyuma.

27 Ubu reroturatahura ko ibi Vyanditswe bibiri…Igituma nasomye 2 Petero ikigabane ca 3,nkakigereranya n'Ivyahishuriwe 21, hano ivyo bibiri vyose biriko bivuga ikintukimwe, ariko Yohana ntiyigeze—ntiyigeze avyandika nk'uko Petero yavyanditse.Murabona ? Turatahura ko aho hantu ho kuba hahambaye h'Umugeni hazobangaha kw'isi.

Ubu naho hamwe mwosoma, nk'ikigabane ca 21,ikigabane ca 21 c'Ivyahishuriwe, intumwa ngaha yavuze, ahubwo umuvugishwayavuze ati : « Mbona Ijuru Rishasha n'Isi Nshasha. » Vyumvikananck'uko hazoba ugukurwaho burundu.

28 Rero, uburyo nama ndonkamwo Ubutumwa bwanjen'iyo amasengesho. Nguma nicaye mu masengesho hanyuma ikintu kanakakikakimpishurira. Hanyuma nkakigumako iminota mikeya nkaraba kwari ic'ukuri, aho rero nca numvandacegereye. Kandi rimwe na rimwe nguma ndakirindiriye gushika aho giserukamw'iyerekwa. Ariko iyo gitanguye kuza, hanyuma nkanyurwa ko kivuye ku Mana, ncanja mu Vyanditswe. Murabona, bisigura ko, bitegerezwa kuba icemezo ca burikintu cose ca Mpwemu gikozwe, kubera Bibiliya ari impishuro yuzuye ya YesuKristo ; murabona, n'Umubiri Wiwe.

Kandi rero, kur'ivyo, bishitse nkaronkaahantu mu Vyanditswe aho kitumvikana ko ar'ico ukuri, nkibaza. Nca nsubira mumasengesho kandi. Kikaca kigaruka kandi. Hanyuma na—nkaca ntangura ku—gusuzumaIcanditswe canje.

29 Ubu rero, Bibiliya yacu yanditswe muCongereza, kandi amajambo y'Icongereza arahinduka, akanya kose. Nk'akarorero,Umweranda Yohana 14, havuga hati : « Mu Nzu kwa Data hari amazumenshi. » Inzu n'inzu. Emwe, none mwebwe, ivyo muca mubigira gute none,n'uguca mubisubiza ku—ku nkomoko mukaraba ico Yakobo yashatse kuvuga, canke mugasubira mu Giheburayo, canke mu Kigiriki, ku nsobanuro yambere. Kandi ngahohavuga hati : « Mu bwami bwa Data hari ibirimba vyinshi. » Emwe,rero, muragaruka mu gihe abasobanuzi basiguye insiguro y'Umwami Yakobo, ubwamibwitwa, mu Congereza, « inzu », umwami na we yari se ari hejuruy'abatware. Nico gituma basiguye bati : « Hariho amazu menshi mu nzukwa Data. » Murabona ? Rero muguye kur'ayo majambo muca mutegerezwakuyarondera.

30 Rero, murabona, bivuye kur'iryo humekerwa…Ikigicaniro muri kano gatondo, navuze ko ata gihe na kimwe kitigeze kibakidatumbereye ku Vyanditswe. Ukwo niko Uruvyaro rw'Inzoka n'ivyo bindi vyosevyaje. Murabona ? Biciye…

Kandi mu vy'ukuri, hamwe umuntu yogisomaakavuga ati : « Hariho amazu menshi mu nzu kwa Data, »udahagaritse ngo wige, usenge, woca ucanganikirwa cane. Murabona ? Arikoguma usenga. Imana ibihe vyose yama ibigira ibitomoye, iyo bizananye ku Mana.

31 Rero Yohana arasigura uguhinduka n'ugu-…ukobigenda…Ntabisigura, ahubwo, ariko Petero ni we abisigura. Yohana avuga gusaati : « Mbona Ijuru rishasha n'Isi Nshasha ; ijuru rya mberen'isi ya mbere vyari vyagiye. N'ikiyaga nticari kikiriho. Yohana yabonyeigisagara cera kimanuka kiva mw'Ijuru ku Mana,

gisharije nk'uko Umugeni asharizwa ku bw'Umugabo wiwe. »Ariko, tuziguruye inyuma muri 2 Petero kugira turabe, Petero arasigura ukuntuivyo bintu bizoshika. Rero muravye kuvyo Yohana yavuze, vyumvikanank'uko : « Kuko ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyarivyagiye, » birakurwaho burundu. Murabona, rero, ivyo bisa n'ibitangajecane. Rero ivyo nivyo vyankozeko, nca ntangura kuraba iryo jambo« kuvaho. » Ariko rero biraboneka ko abo babiri bose, intumwan'umuvugishwa, bariko baravuga ku kintu kimwe.

32 Ubu naho, mu Gitabu ca Yesaya kandi, nambamushaka kwandika bino Vyanditswe, muri Yesaya 65:17. Yesaya, yariko avuga kuNganji y'Imyaka Igihumbi, iyo myaka igihumbi y'akaruhuko ku—ku bantu b'Imana.Yesaya yarayivuze, yaravuze ati : « Jewe…Hariho u…Ivyakera vyosevyari vyavuyeho, » n'ukuntu bazokwubaka amazu, bakayabamwo. Iyaba dufiseumwanya…Birashoboka ko twofata akanya tu—tugasoma ibi akanya gatoya, Yesaya 65,reka gusa dusome iminota mikeya hano, nivyo. Ubu rero, dutangure, Yesaya 65:17.

Kuko raba,ndarema ijuru risha n'isi nsha...

Rero,Yesaya, umuvugishwa, n'umwe mu bavugishwa yanditswe neza na neza Bibiliya yosemu buvugishwa bwiwe. Yatanguranye n'iremwa, hagati y'Igitabu ciwe, nko mukigabane ca 40, haza Yohana Umubatizi, Isezerano Rishasha ; hanyumabikazunguruka ngaha, mu Gitabu ciwe, mu Vyahishuriwe, mu Nganji y'ImyakaIgihumbi. Hariho Ibitabu mirongitandatu na bitandatu muri Bibiliya, hakaban'ibice mirongitandatu na bitandatu muri Yesaya. Yayanditsweko yose.

Rero, turabona, hano ariko arashika ku gice ca 65, hiyongereyekoikigabane kimwe, avuga ku bijanye n'Inganji y'Imyaka Igihumbi. Nimubirabe neza,ukuntu ari vyiza.

Kuko raba, ndarema ijuru risha n'isi nsha;ivya mbere ntibizokwibukwa, kandi ntibizoruha vyiyumvirwa. (N'ugukurwaho.)

Ariko mu—munezerwe, muze muhoremuhimbawe n'ivyo ndema; kuko raba, ndema Yerusalemu ngo mpagire umunezero,n'abantu baho ngo ndabagire akanyamuneza.

Kandi nzohimbarwa n'i Yerusalemu,nnezerwe n'abantu banje: kand' ijwi ryo kurira ntirizohumvikana ukundi, cank'ijwi ryo kuboroga.

Ntihazokwongera kubamw' abapfa bakir'inzoya, cank' umutama adasozereye imyaka yiwe; kuk' umwana azopfa amaze imyakaijana, kand' ukenyutse ntashitse ijana azoba yavumwe.

Bazokwubaka amazu bayiberemwo, kandibazotera uruzabibu, birire inzabibu zarwo.

Ntibazokwubaka ngw abandi binjire;(N'ukuvuga, umurima wanyu, umuhungu wanyu ahinduka samuragwa wawo, canke bamwemu baragwa banyu)...ntibazorima ngw abandi babirye (Baragira ugutera kwabo,bagaca baguma ngaho, bararonka Ubuzima buhoraho)...kuko nk'ukw imyaka y'igitiingana ari kw abantu banje bazoramba, kand' abo nitoranirije bazoshitsa igihekirekire banezererwa igikorwa c'amaboko yabo.

Ntibazoruhira ubusa, kandintibazovyara abo kugesezwa, kuko bazoba ar' uruvyaro jewe Uhoraho nahezagiye,bo n'abazobakomokako.

Ubu rero nimurabe neza, aha niho ngomba gushika, mu kanya gatoya.

Maze batarampamagara nzobitaba, kandi bakivuga nzokwumva.

Ibingira n'umwagazi w'intamabizorishanya; intambge izorisha ubgatsi nk'inka; kand' umukungugu ni wo uzobaivyo kurya vy'inzoka. Ntibizoryana canke ngo bigire ico vyica ku musozi wanjewera iy' uva ukagera, ni k'Uhoraho agize.

33 Mbega isezerano, ry'abo bavugishwa n'abanyabwenge bahambaye, abigisha baBibiliya, uhereye mu minsi ya kera, babona uyu Munsi w'ubwiza urikouraza !

Ufatiye kuvyo bavuze, woshobora kwibaza, canke ahubwo ukarongorerwakwizera ko umubumbe wose, canke iyi si, izosamburwa, « Isi n'Ijurunzobigira bishasha. » Murabona, murabona kw'amajuru azokurwaho n'isiizokurwaho, « Ijuru n'Isi ndabigize bishasha, » murabona, ko amajuruazokurwaho n'isi izokurwaho, ugukurwaho burundu mu buryo butunganye. Arikobiciye ku cigwa cimbitse, hamwe n'ubufasha bwa Mpwemu Yera, turashobora kubonaUkuri kwa vyo ; kandi ni vyo tugomba twinjiremwo.

34 N'ibirere gusa biyikikije, hamwe n'icaha kiri kw'isi, kizosangangurwa.Murabona ? Ubu rero, turabona ko amajuru asigura « ibirere vyohejuru. » Murabona ?

35 Bikora iki? Rero, ibi bitovu, n'ingwara, n'urupfu, na politike,n'abagabo b'abanyavyaha, n'abagore b'abanyavyaha, n'impwemu mbi, vyosebizokurwaho kandi bisangangurwe. Murabona ? Bitegerezwa gukorwa mur'ubwoburyo, kuko tuzoba ngaha. Turaza kuvyemeza dukoresheje Bibiliya. Aha nyene

nihotuzoba. Ubu rero nimurabe neza, ibitovu, imigera, ingwara zose n'ibintu,bizokurwaho burundu. Ibi vyose, ukubaho kwavyo biri mw'isi muri kano kanya,imikorere yakozwe n'umuntu, politike, icaha, ubwoko bwose bw'impwemu mbivyanduje isi, hamwe n'amajuru yose ari hejuru yacu ngaha, yarandujwe n'impwemumbi. Ubu rero tugomba tuvyinjiremwo mu bwina, kandi tubitebeko, muraboana.

Ibi vyose biri mu majuru canke mu birere, hamwe n'isi ya kino gihe. Iyisi niyo ifashe ivyo bintu, ariko ntiyaremewe iyo ntumbero. Icaha nico cayitumyekuba ukwo. Murabona ? Yaremwe n'Imana, Umuremyi. Ariko vyose…

Kandi imibiri yacu yose, iyo tubamwo uno munsi, yashizwe kw'isi igiheImana yayirema, kubera mwavuye mu mukungungu w'isi. Yari irambitse ngaha. IgiheImana Yo ubwayo yayirema, mwari mu vyiyumviro vyayo. Kandi muri Yo, wa UhorahoAhambaye, hariho iciyumviro, ico naco n'ikiyikomokako.

Kandi rero icaha nico catumye ibi vyose bishika. Imana na Yo, mur'ikigihe, iriko iregeranya ibikoresho vyayo.

36 Satani aracari hano. N'ico gituma ibi bintu vyose biba. Aracari hano,kandi n'inguvu ziwe zose z'ububisha ziracari hano. Raba neza, ni co gituma isiicafuye cane. Ni co gituma imicafu n'ibintu bitwengeje biriko biraba ;ugusesa amaraso, intambara, politike, icaha, ubusambanyi, ubwoko bwosebw'imyanda bubandanya, ni kubera ko Satani ari umutware w'iyi si hamwe n'ikikirere.

Muravugamuti : « Ikirer-… ? » Ego, mushinganta !

37 Ivyo bibiri vyose amajuru n'isi, mur'akakanya, vyarandujwe n'amashetani ashobora kutwagiriza imbere y'Imana. Yesu ni Yoari kugira atuvugire. Murabona ? Mugihe abagiriza baguma batunga urutoke,bati : « Bakoze iki, bakoze kirya, bakoze kino, » ariko Amarasoaguma atwikiriye. Yaje gucungura abo Batoranijwe yabonye kuva kera. Ni cogituma uno munsi hacafuye cane.

38 Aha intumwa, hano muri 2 Petero, ikigabane ca2, hamwe n'umurongo wa 5 na…n'uwa 6. Ego, nabitahuye. Yisunga ingero zitatuz'isi. Murabona, ya—yaronse ingero zitatu zayo. Raba neza ukwo yabizanye.

« Isi ya kera yakuwe mu mazi, »rero iyo yari isi y'imbere y'umwuzure.

Rero, iyi iriho, iyi si ya none tubayemwo unomunsi, yayise « isi. »

« Isi ya kera yavuye mu mazi, » Itanguriro 1:1. Rero kandi« isi » isi iriho ubu ya none. Kandi rero, aravuga iyindi, « isiizoza, » Isi nshasha. Isi zitatu ; ingero zitatu z'isi.

39 Kandi rero nimurabe neza ukuntu Imana idutomorera umugambi wayow'icungura. Oo, ibi vyashishimuye umushaha wanje igihe nabibona, ukuntuyadutomoreye neza umugambi wayo w'icungura hano. Ubu rero tugereranye ivyotubona n'amaso yacu bwite. Ivyo Imana yakoze mu gucungura isi yayo, yakoze uwomugambi nyene mu gucungura abantu bayo, kuko Imana idahinduka itigera ihindukamu mugambi wayo n'umwe canke mu kintu na kimwe. Mbega ikintu c'ubwiza !

40 Es'ukuntu yatuyoboreye kuri We ubwiwe, mu kugira ihema muri twebwe, muntambwe zitatu z'ubuntu ; neza na neza nkuko yacishije isi mu ntambwezitatu, kugira ashike kw'isi. Nk'uko Imana izoza mw'isi inyuma yuko isi izobayacishijwe mu ntambwe zitatu zitandukanye z'uguhumanurwa, ni neza na neza ukwoaza kuri twebwe mu ntambwe zitatu z'ubuntu. Niyumvira ivyo mu ntango ;sindigera mpindura, guhera aho. N'Ijambo ry'Imana.

41 Mutegerezwa kugumiza ivyo bitatu vyanyu biri hamwe, indwi vyanyu, cumina bibiri vyanyu. Ibiharuro vyo muri Bibiliya bitegerezwa gufatana mu buryobutunganye bitabaye ukwo muca mugira igicapo canyu kicangacanze. Mudashoboyekugitahura, nimugume musenga gusa. Mwihweze, kizokwitondeka neza. Imanaitunganye muri bitatu. Murabona ?

42 Raba neza, « isi ya kera, » yimbere y'umwuzure ;« isi ya none iriho ubu ; hamwe n'iyo izoza.

Rero, intambwe ya mbere Yatuzanyeko kugira…Murabona, umugambi wayow'icungura ni neza na neza wa wundi nyene ku bintu vyose. Yakoresheje uburyobumwe. Ntiyigera ihindura. Yavuze, muri Malaki 3, iti : « Nd'Imanakandi simpinduka. » Uburyo ibikora rero, namba yarakijije umuntu wa mbereyigeze gukiza, ikoresheje amaraso yasheshwe y'Inzirakarengane, izotegerezwagukiza uwukurikira ; kandi buri umwe wese izokiza azoba ari bwa buryonyene.

Namba yarakijije umuntu mu gihe na kimwe kanaka mu r'uru rugendo rw'ubuzima ;naho hoba ari mu minsi ya Yesu, intumwa, abavugishwa, aho ariho hosehoba ; igihe vya bisabwa nyene vyashikijwe, izotegerezwa gusubira kubikorakandi. Ukwo n'ukuri. Ntihinduka. Umuntu arahinduka, ibihe birahinduka, imyakairahinduka, ubugabuzi burahinduka, ariko Imana iguma iri Ya yindi nyene.Iratunganye. Mbega icizigiro vyategerezwa guha abagwaye !

43 Namba yarigeze gukiza umuntu ingwara, itegerezwa kwongera kubikora hamwevya bisabwa nyene vyoshitswa. Yamye iminsi yose ikiza umuntu, itegerezwakubikora kumwe nyene yabikora ubwa mbere. Namba yarigeze kwuzuza umuntu MpwemuYera, itegerezwa ku bikora kumwe nyene yabikora ubwa mbere. Namba yarigezekuzura umuntu mu mva, itegerezwa kubikora ubugira kabiri, hamwe n'ikindi gihecose, kuri rwa rufatiro nyene.

44 Ntahinduka. Oo, mbega icizigiro bimpa !N'ibiki ? Si mu majambo kanaka yakozwe n'umuntu, ikintu kanaka imigwiy'abantu yumvikanyeko ; ariko Ijambo ryayo ridahinduka. Muravugamuti : « Mbega ni Ukuri ? »

Yavuze iti : « Ijambo ryosery'umuntu ni ribe ikinyoma, ariko Iryanje ribe ukuri. » « Kuko ijurun'isi bizokurwaho, ariko Ijambo ryanje ntirizokwigera rinanirwa. »« Ivyanditswe vyose vyarahumetswe, kandi ni vyiza kandi bifise akamaro munyigisho. » Kandi mwibuke ko « Ivyanditswe vyose bizoshitswa, »agace kazo ako ariko kose.

45 Raba neza ukuntu Imana yabigize ibitomoretseimbere yacu. Kandi namba ico kitari i—icemezo gihambaye, umugishamwiza…uhambaye kandi w'igikundiro uva ku Mana ! Mbonye ivyo, kandi nkabonako guhera nk'iri umwana, incuro ya mbere Kristo yoba yarakoranye nanje, namyeiminsi yose nigisha izo ntambwe zitatu z'ubuntu. Nimusuzume namba ari vyo rero.

46 Rero, intambwe ya mbere ni « ukwihana kuMana. » Hanyuma igikurikira inyuma y'ivyo, ni « umubatizo wo mumazi, » « mwihane mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo. »Murabona, umubatizo wo mu mazi uca ukurikira, werekana ko ukwihana kwariukw'ukuri. Ariko, mu « gukuraho » ivyaha vyacu vyo muri kahise, ntana kimwe uhuriyeko n'icaha cacu co muri kazoza. Urakuraho gusa. « Mwihanemubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo. » Kubera iki ? « Ugukurahoivyaha. » Ugukuraho ivyaha vyo muri kahise nta na kimwe bihuriyeko nakazoza. Icaha cawe gusa caracacuwe, ico wakoze.

Ntimushobora kwihana ivyo Adamu yakoze. Ntiwigezeubikora ; ni Adamu yabikoze. Uronka gusa uguharirwa kuvyo wakoze. Kamereka kera kaba kakiri ngaho.

47 Reka mfate kino kibaho akanya gatoya. [Mwene DataBranham aracapa ibigereranyo ku kibaho—Umw.] Rero, ng'uyu umutima w'umuntu.Rero, sindi…Ndi kure cane yo kwitwa umucafyi. Ng'uyu umutima w'umuntu ;kandi n'uyu n'umutima w'umuntu. Ubu rero, uyu uri hano urimwo inzoka muri wo,na yo ni icaha, aha afise ubuzima bwayo. Uyu uri hano ufise inuma muri wo, naYo ni Mpwemu Yera, aha arafise Ubuzima. Emwe, uyu uri hano, ufise ubugunge, inzigo,igono, ni co kibituma, n'uyu mugabo ari ngaha. Emwe, uyu na wo uri hano ufiseurukundo, umunezero, ukwihangana ; kandi n'ico kibikora, ikiri hano hepfo.

Rero, iyo ubajijwe, canke uhariwe ivyahavyawe, ivyo gusa uba warakoze, birakurwaho. Ariko ikintu cagutumye ubikora kibakikiri ngaho. Wa muzi w'ikibi wa kera ; uba ukiri ngaho. Raba neza, ahorero uca wihana ugaca ubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, kubera yakubabariyeivyaha vyawe. Raba neza.

48 Hanyuma, ubwa kabiri haza ukwezwa, gushiraivyiyumviro vyacu mu rutonde ku bweranda, kugira twiyumvire ivyiza.Gukurwaho…ukwezwa n'ijambo ry'Ikigiriki rigizwe n'amajambo abiri, risigura «guhumanurwa,hanyuma ugashirwa ngaho kubw'igikorwa.»

Hanyuma,igikurikira, umubatizo w'Umucanywa na Mpwemu Yera, kugira Imana ishobore kubamuri twebwe. Kandi umuriro w'Imana utyorora imitima yacu ukayikuramwo icaha,hanyuma ugashira Mpwemu Yera imbere. Aho rero duca dutanga bwa Buzima nyeneubwo Ibi vyagize, kuko Biri muri twebwe.

49 Raba neza, mw'ivuka risanzwe, igihe umugore avyaye umwana. Ubuzima bwo mu mubiribugereranya ubuzima bwo muri Mpwemu. Iyo umugore avyaye umwana, mu mubiri,ikintu ca mbere kiba n'uguseseka kw'amazi, hanyuma amaraso, hanyuma nahoimpwemu (ubuzima). Fata ako kana gatoya ugakubite agakofe, gaca gatanguragusemerera. [Mwene Data Branham arakubita mu biganza vyiwe—Umw.] Amazi,amaraso, impwemu.

50 Kandi rero iyo umwana avutse mu Bwami bw'Imana, aza mur'ubwo buryo nyene : amazi, Amaraso, Mpwemu.

Ubu rero nimwihweze, ukwezwa, intambwe yagatatu…intambwe ya kabiri yavyo, kuratyorora ivyiyumviro, kugashira umutima,iciyumviro co mu mutima, mu rutonde rw'ubweranda.

Umuntu arashobora kwihana ivyaha akagumayiyumvira…Erega, birashoboka n'umugabo wo—w'umunyangesombi, umugore wese asa n'umunyangesombiaronse, biracari ngaho. Birashoboka akaba ari imborerwa ; akanya koseamotewe n'inzoga, iracari ngaho. Murabona ?

Ariko rero igihe yejejwe, ivyo biratyororaako gashako bikagasohora muri we. Murabona ? Birirukana ukubigomba.Arashobora kuguma ageragezwa, ariko Yirukana ako gashako kavyo. Naho birukontaba araba uw'ukuri.

Hanyuma akabatizwa na Mpwemu Yera n'Umucanwa. Agatyororwa,agaturirwa, agahumanurwa ; hanyuma rero agaca ashirwa mu gikorwa c'Imana.

Ukwezwakubashira gusa ku ruhande kubw'igikorwa.

51 Nimurabe neza cane ukwo ivyo vyaje, ubutumwabwaje. Martin Luther, ugutsindanishirizwa ; John Wesley, ukwezwa ;Abapentekoti, umubatizo wa Mpwemu Yera. Ubutumwa, aho niho ata bindi bihevyavyo, murabona. Intambwe zitatu. Umubatizo utyorora umutima ukoresheje MpwemuYera.

52 Es'ukuntu bihushura, Yacishije ikibanza icotuzotegerezwa kubamwo, muri rwa rukurikirane nyene.

Ubu naho yahamagaye Ishengero biciye mugutsindanishirizwa, irihamagara biciye mu kweza, hanyuma iryuzuza Mpwemu Yeran'Umucanwa. Kandi iricisha mur'izo ntambwe, kugira Yo ubwayo, Mpwemu Yera Weubwiwe, Umwana w'Imana, ashobore kuba mu mutima w'umuntu. Rero ryategerezwagucishwa mur'ivyo imbere yuko ishobora kuryinjiramwo.

53 Raba neza, yateguye isi, aho uwo Mugeniazoba, muri bwa buryo nyene, wa mugambi wayo nyene wa —w'agakiza.

Nimurabe neza isi y'imbere y'umwuzure. We,inyuma yuko yari yihanye, biciye mu Mugeni w'ico gihe, Nowa, yayihaye umubatizow'amazi, iyirenza amazi. Rero, ugutsindanishirizwa, yerekana ko yari iri munzira y'uguhamagara iyi si yaguye, uhereye kuri Adamu, mu kugarukanywa kwayokandi.

Hanyuma Kristo araza asesa Amaraso yiwe kuriyo, arayeza avuga ko ari iyiwe. Murabona, ni iyi si tubamwo uno munsi.

Raba ukuntu Satani, ngaha mu Vyanditswe,yagerageje kumutuma yica umugambi w'Imana ngwayakire, ayimuhereze, igiheyamujana hejuru ku musozi, hanyuma akagerageza kuyimuha ata kiguzi c'Amarasogitanzwe ?

54 Mwarabonye ukuntu Aburahamu, igihe bageragezakumuha itongo, yariguze intete nyinshi z'ifeza, imbere y'abantu,nk'ikimenyetso, nk'icabona ? « Nibimenyekane uyu munsi ko nguze kinokibanza co guhambamwo abantu. » Murabona, kukigura ! Kandi Sataniyagerageje ku—kumuha Ubwami ubu bukiri ubwiwe. Yagerageje kubumuha nk'ingabire,ariko ntiyari kubwakira. Kubera ari, murabona, aho Satani yari kuguma avuga koar'ubwiwe. Ariko bwategerezwa kugurwa. Amen. Yari Ijambo mu kunengesera kwaryoaho rero. Ntibari bashoboye kumuhenda muri yo. Hanyuma n'ubu kuronka umubatizow'Umucanwa.

55 Murabona, ubu ifise…Habaye iki ? Kristoyaraje ahamagarira Ishengero kwihana, Umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristokubw'uguharirwa ivyaha, yeza Ishengero ; hanyuma akoresheje Umucanwaw'Imana yaraje aturira imyanda yose, aca araza aba mu mutima w'umuntu.

56 Rero, isi, kugira icungurirwe uwo muntuyacunguwe, Imana ikoresha bwa buryo bwayo nyene. Yarayibatije mu mazi, inyumaya kwa gusambuka kw'imbere y'umwuzure. Isuka Amaraso yayo kuri yo, kugira iyezekandi ivuze kwari iyayo. N'iyayo. Satani yarageragejе kuvuga ati :« Nzoyiguha. »

Aravuga ati : « Oya mushinganta,nzoyigura. »Reka kibe icabona. Yadugijwe hejuru kubw'ikimenyetso, koayiguze. Yarayirishe.

57 Ariko ubu, itegerezwa gucishwa mu mubatizow'Umucanwa, Umucanwa wera uva ku Mana, weza isi hamwe n'amajuru ayikikije. Reroitangirwa ikiguzi kugira ng'abacunguwe bashobore kuyibako, bayibeko mu mahoro.Raba neza, Umubatizo w'Umucanwa n'uwo kuyihumanura, uyikuramwo icaha, ingwara,imigera y'indwara, abanyavyaha, umugwanizi hamwe n'umugwi wiwe wose. Ategerezwagutabwa mu Kiyaga caka Umuriro. Umuriro wera uvuye ku Mana, umanutse uvuyemw'Ijuru ku Mana, uyiturire, raba neza, kugira ayitegurire Imana kuba muri yo.Kuko Imana, mw'isi nshasha izoza, izoba mw'isi. Kuko, muravuga muti :« Imana, iba mu mutima w'umuntu. » Ariko Yo hamwe n'Umugeni wayo,bacika Umwe, bagaca bagenda Aho kuba habo mw'Isi Nshasha. Kandi uwo mugambinyene ukoreshwa mu gucungura isi n'abantu baba kuri yo.

58 Murabona, umutima utegerezwa kwezwa nk'uko.Imbere yuko Imana ishobora kuza mu Muperesona wa Mpwemu Yera, ari We Kristoamanuka akaba mu mutima w'umuntu, utegerezwa ubwa mbere kwihana. Utegerezwakubatizwa mu mazi, mw'Izina ryiwe, kugira werekane nyene wo. Hanyuma utegerezwakwezwa n'Amaraso ya Yesu.

Niho rero Umucanwa Wera na Mpwemu Yera, bivaku Mana, bica biza bigatongongora agashako kose k'icaha, kamere yose y'isi.« Kandi rero, uwukora icaha ibigirankana inyuma y'ukumenyaivy'ukuri… » Kandi rero, Bibiliya iravuga iti :« Ntibishoboka… » « Kuko, u—umuntu yavyawe n'Imana ntashoboragukora icaha ; ntakora icaha. » Nta buryo buriho kuri we bwogucumura. Yoshobora gute kuba umunyavyaha, akaba n'uwacunguwe, mu kanyakamwe ? Noshobora gute kuba mu kugwatirizwa, nkaba no hanzey'ukugwatirizwa, mu kanya kamwe ? Murabona ? Oo, yaducunguje Amarasoyiwe ; biciye kuri Mpwemu wiwe yaratwejeje ; hanyuma naho aza kubamuri twebwe, Ishengero. Ubu rero, s'idini ; Ishengero !

59 Nimurabe neza rero mu gihe tufashe ibi,ibibanza tu—tuzobamwo. Rero, rero, u—ukwihana kw'imbere y'umwuzure, ica izanaumubatizo wo mu mazi. Hanyuma Kristo yaraje asesa Amaraso yiwe kuri yo, kugiraayeze kandi yemeze kwari iyiwe. Niho mu nyuma haza uguhomvagurwa kw'isigukurikira nk'uko kuri ubu.

Icaha cose kiri hejuru mu majuru,« n'umwami w'ububasha bwo mu kirere, » aguma yigiza inyuma (agwanya)imihezagiro iva ku Mana. Aho hari uguturagara n'imiravyo bigahushura isi,n'ibindi, bivuye mw'ijuru, amabuye y'ibibarafu n'imvura, n'imiyaga y'ibihuhusi,ibihuhus-…n'ibindi vyose, « biva mu kirere, » uwo na we ni Satani,« umwami w'ububasha bwo mu kirere. »

60 Raba neza, nimurabe ukuntu Satani yageragejekubufata, nk'uko nabivuze mu minota mikeya iheze, mu kubuhereza Yesu atiriwearabugura. Rero, Satani aracabufiseko ububasha kubera bwarashizweko ikimenyetsoku gutwi, murabona. Ariko Yesu abugura akoresheje Amaraso yiwe yavuye hanyumaabugarukanira nyene bwo yemewe n'amategeko. Murabona ? Ukwo niko yatuguze,yakoresheje Amaraso yiwe, ukwo yaguze Ishengero.

Ubu naho umubatizo w'Umucanwa wayo urayezaimigera yose, ingwara zayo zose, ingwara zose, hamwe mbere n'ibintu vyose vyampwemu ; ibiriho no kuri twebwe, bigenda ukwo nyene ; kugira ngoiyitegure kugira Imana ishobore kuhaba, mur'iki gihe c'ubwiza kiriko kiraza,Isi Nshasha. Murabona, iyicungura mu buryo bwa bundi nyene icunguramwo abantubayo. Ibikora vyose co kimwe, umugambi wayo w'icungura. Kuko n'Imanaidahinduka, yama iminsi yose iri Ya yindi nyene mu migambi yayo.

61 Ukuntunababwiye ubwa mbere, kandi nkabibamenyesha, mu bihe vyose, ko Imana idashoboraguhindagurika ; Yarabimenyekanishije, ahantu hose, kwa kundi nyene.

Yarabimenyekanishije,ubutumwa bwayo bwa mbere, mw'isi y'imbere y'umwuzure, ikoresheje umuvugishwa Nowa.

62 Nariko ndavugana na mwene Data w'umukundwayicaye ngaha ari kumwe nanje mur'aka kanya. Ku munsi w'ejo, yavuze ati :« Ikintu kimwe wavuze, mwene Data Branham, cama iminsi yose kinjugumiza.»Ndavuga nti: «N'icahe ga mwene Data?»

Aravugaati: «Ngw'iki ico wavuze, » kandi n'ic'ukuri, «'Inkehwa, ukuntu umugwimutoya uzorokoka mu minsi y'Ukuza kwiwe.' Kandi twavuze ku kuntu Yesu yavuzeati : 'Irembo ripfunganye n'inzira yaga, kandi bake ni bo bayibona.' Uburero nimurabe, Bibiliya ivuga iti : « Nk'uko vyari mu minsi ya Nowaaho imishaha umunani yarokotse amazi, niko bizoba mu Kuza kwiwe.' »

Ndavuganti : « Mwene Data, vy'ukuri war… »

Aravugaati : « Wibuke, harimwo imishaha umunani gusa hariya. »

Ndavuganti : « Watahuye gusa igice c'ikigereranyo. »

63 Naho nyene, Nowa yari ikigereranyoc'abasigaye baciye hirya, atari mu mugwi w'abazamuwe. Ni Enoki, umugabo umwe,yajanywe mw'Izamurwa imbere yuko umwuzure uba kugira vyerekane ko Ishengeroridaca mw'ihamwa canke ikintu kanaka nk'ico. Enoki yarazamuwe, umugabo umwe.Oo, ishengero ryoshobora kuba ari igitigiri kinini, ariko Umugeni azoba akagwigatoya cane kazoba kagize Umugeni. Rero, ishengero rirashobora kuba ari ryinshicane ; ariko Umugeni, murabona, nimugereranye umunani n'umwe. Umugeniazoba ari incuro umunani mu kuba muke ugereranije n'ishengero.

« Kandi namba umugororotsi arokokaacitse kw'icumu, umunyavyaha n'uwutumvira Imana bazoba hehe ? » Abobazi gukora nezakurusha ivyo, ariko bakabandanya bakabikora ukwo birikwose ? Abakurikira amategeko y'amadini mu gishingo c'Ijambo, bazohindukaiki, bo, naho biyita Abakristo, bagafata Izina rya Kristo ?

64 Rero, Nowa yari, mu buryo butunganye, igitutuc'abo basigaye. Mwibuke ko igihe Nowa yasohoka, Hamu yari kumwe na we. Icahacari kikiri ngaho. Icaha carabandanije kirarengana, giciye mu bwato. Ukutizera,ugukekeranya, vyarinjiye mu bwato, biraca hejuru y'urubanza. Ariko Enokiyaraduze hejuru cane kurusha ubwato, yagiye mu Nyonga z'Imana. Ariko Nowayarinjiye kandi arasohoka, kandi ngaho hari hakiriho icaha ; ikigereranyoc'Inganji y'Imyaka Igihumbi, c'ukuntu isi imeze.

Inganji y'Imyaka Igihumbi s'iherezo ryaco.Hazoba hakiriho igihe inyuma y'Inganji y'Imyaka Igihumbi. Inganji y'ImyakaIgihumbi n'ikiringo c'igihe ; ariko si ya Si Nshasha. Oya, vy'ukuri. Rabaneza, mur'ivyo, turaza kubishikira mu kanya gatoya.

65 Murabona, isi, yacunguwe, isubira kuri nyeneyo wo ku nkomoko kandi. Yafashe…Yayatse Satani, yarakweze, yaka isi Satani,kurya nyene yakwatse Satani, kumwe yaka wa mugore mutoya yari kw'iriba Satani.Hari hahagaze umuherezi yiyumvira ko ari kumwe n'Imana, kandi ataco afise.Murabona ?

66 Nashaka kubibacapira mu kanya gatoya. Uburero, tugomba tuje kuri ibi mu buryo butahuritse

vy'ukuri, rero nimwihweze nezaubu rero kur'iyi nyigisho. [Mwene Data Branham aracapa ibigereranyo ku kibahomu mirongo ikurikira mikeya—Umw.]

Ubu rero, hano, iyi n'Imana. Imana ihoraho,idafise…Nta wundi ariho atari Yo. Ariko, mu Mana, yari ifise imero. Rero, ikikiri ngaha kigereranya Ijambo, Ijambo ry'Imana, ryagizwe umubiri ribana na twemu muperesona wa Yesu.

Ubu naho, iki kiri ngaha, uyu mugabo aringaha, tuza kumucapa nk'uku. Rero, uyu yitwa umugore wo kw'iriba. Uyun'umuherezi, umufarisayo. Kandi aho mubonye ibi, ahuguruye ku kibaho, hasiguraubuntu n'agakiza.

67 Rero, « Ubwa mbere na mbere Jambo yariho. Kandi uwo Jambo yahindutse umubiri abana na twe. » Intambwezitatu. Ubwa mbere Ijambo ryari imero, ryari mu Mana, yiyumvira ko yoba umuntuYo ubwayo ; kandi ivyo vyayizanye kuba Yesu ; ubu naho, namba muzobaHariya, mwari kumwe na Yo ico gihe. Kuko hariho ubwoko bumwe gusa bw'Ubuzimabuhoraho, n'Imana ; kandi mwategerezwa kuba muri igice c'Imana kuva muntango, s'ivyo mwahitiyemwo ngaha. Yarabahisemwo. « Abo Data yampaye bosebazoza kuri jewe. »

68 Ubu rero nimwihweze uyu muherezi ari ngaha.Turabona ubuzima bwiwe bw'igice c'inyuma, ngaha, ubuzima bwiwe bw'inyuma,inyuma yiwe, ukumenywa kwiwe imbere y'ukubaho, hano inyuma, kw'ariuk'umunyavyaha.

Ng'uyuumuriro, hano.

Rero, iki gice gitoya kiri hano, gisan'ikibaho, iki kigereranya ukutagira agasembwa kwiwe. Yari umuherezi. Yariumuntu w'umwubahwa. Ibi vyerekana bino. Kandi yari…yategerezwa kuba umuntumwiza, bitabaye uko ntiyashobora kuba umuherezi. Ariko murabona uko yabironse,hari mu nyigisho z'ivy'ubwenge.

69 ubu naho,uyu mukenyezi mutomuto, ubuzima bwiwe bwa mbere, hano hejuru, yari umumaraya,yari yarononekaye cane. Ariko hariya hepfo muri we, ngaha, hariho ugutahuragutoya. « Ndazi ko Mesiya niyaza… » Murabona, ukwo kwari ngaho.

Raba neza, igihe Yesu yaza hanyumaakagaragaza Ijambo, kubera Ijambo ryaraseranguye amabanga ari mu mutima, nk'ukoAbaheburayo 4 havuga ko rizobikora, 4:12, ko ryobikoze. « Ijambo ryariumuseranguzi ry'ivyiyumviro vyo mu mutima, » kandi yaje nk'Umwanaw'umuntu, Umuvugishwa. Habaye iki ? Uyu muherezi, afise gusa inyigishoz'ivy'ubwenge, aravuga ati : « Ni idayimoni, » kubera ari koidini ryiwe ryavyita. Vyakoze iki ? Nta ciyumviro cavyo yari afise,vyaciye bimuta mu mwijima.

70 Ariko uwo mugore akiri muto nta kintu nakimwe co kwerekana yarafise, yari yanduye kandi acafuye uko bishoboka kwose.Ariko nimurabe neza, imbere muri we, yarafise iciyumviro cavyo, murabona. Kandirero yari aciteze ko cohinduka umubiri. Kandi igihe Yavuga ati :« Genda uhitane umugabo wawe muze hano. » Yavuze ati :« Mushinganta, ntawo mfise. »

Aravuga ati : « Uvuze ukuri, kukoufise batanu, kandi n'uwo ufise ubu s'uwawe. Ufise batanu. Uwoaca agira uwagatandatu ufise. »

Aravuga ati : « Mushinganta ! » (Atari ngo« Uri, » atari « Beyezebule. ») « Ndabona ko uriUmuvugishwa. Rero, turazi ko Mesiya, umwe yitwa Kristo, azoza. Kandi niyaza,azokora ivyo. » Aravuga ati : « Ni Jewe. »

Ntiyongeye gukekeranya kandi. Ntivyasabwe ko ubisigura. Yarabibonye.Yaravyizeye. Aca ava ngaho aragenda ! Kuber'iki ? Vyakoze iki kuriwe ? Vyaramucunguye.

Ubu rero nimwihweze neza. Yaje kuba Umucunguzi. Sivyo ? Gucungura bisigura iki ? « Kugarukana. »Kuber'iki ataronse uwo muherezi ? Ntiyigeze aba hariya hejuru.Murabona ? Murabona, nta ciyumviriro cavyo yarafise.

Yaje gucungura abo bari baraguye. Mu kugwa, ivyo vyarononekaye, kur'uyomukobwa ; ariko Imana yari imufise mu vyiyumviro vyayo imbere y'itangurirory'isi, hanyuma yaraje kumweza. Murabona ? Rero, yara…Yarafise UbuzimaBuhoraho. Murabona ?

71 Aho umuherezi…Vyamugiriye iki ? Vyamurungitse mu mashikiro yiwe.Nta na kimwe yarafise uhereye mu ntango, atari inyigisho zo mu bwenge gusa.

Ubu rero nimwumvirize, bagenzi, namba ikintu kimwe gusa mufise ariinyigisho zo mu bwenge, mufise ikintu kinyuranye na co. Kandi ntimuzokwigeramushobora kukironka kiretse muronse iciyumviro cavyo. Nico gituma nizera komwavuye mu buseruko no mu burengero, uburaruko n'ubumanuko ; Ijambo,rizima, ryagaragajwe.

72 Raba neza ubu rero ukuntu yamenyekanishije inzira zayo biciye kubavugishwa bayo, mu ntango. Ntiyigeze ibihindura.

[Ikibanza kigaragara kw'ibande—Umw.]…agakiza. Yaratsindanishirijeumuntu ; iramweza, irungika Mpwemu Yera n'Umucanwa, iraturira icaha kirimuri we, iba muri we, Yo ubwayo.

Yakoreye isi, ivyo izokoresha mu mugambi w'icungura, kwa kundi nyene.Yarihanye hanyuma irabatizwa mu mazi, mu…kuri Nowa. Yesu yaraje arayeza, mugukororera Amaraso yiwe kuri yo, akemeza kwari iyiwe. Kandi mw'Isi Nshashaigiye kuza, izoronka umubatizo w'Umuriro Wera, kugira iyikureko idayimoni zose,imigera yose, ingwara zose, ikintu cose kiriho, hanyuma iyigire nshasha.« Nabonye Ijuru Rishasha n'Isi Nshasha. »

Uhinduka umuntu mushasha. Amen ! Atari wa wundi wa kera yuzuyeibiremo, mu kwiyunga n'ishengero canke mu kugerageza kuzingurura urupapurorushasha, ariko muri ikintu gishasha mu buryo bukwiye. Imana ifata umuntu wakera ikamuturira, ikoresheje Mpwemu Yera n'Umucanwa, hanyuma igaca iza Youbwayo, igaca irungika ikiguserukira. « Ntawushobora kuza kuri Jewe Dataatamukweze. Kandi abo Data bose yampaye bazoza kuri Jewe. »Murabibona ? [Ikoraniro riravuga riti : « Amen. » —Umw.] Wamugambi nyene ; bwa buryo nyene.

73 Satani yara…azokurwa mw'isi, neza na neza nk'uko Satani yakuwe murimwebwe. Satani ntashobora kubagora ; canke, arashobora kugerageza, arikontashobora gufata umukristo yavutse ubwa kabiri. Kuko, Imana, uhereye kukuremwa kw'isi, yari yaramubonye kera, hanyuma irungika Yesu kugira amucungure,kandi Amaraso aramuvugira. Yoshobora gucumura gute mu gihe ico caha kidashoborakubonwa, mbere n'Imana ? Nta n'uko mbere…Ikintu kimwe gusa yumva n'ijwiryanyu. Ikabona ikibaserukira. Amen ! Ukwo n'ukuri. Murabona ?

74 Mu rubwo buryo nyene, kuko isi ni kimwe mu mero zayo nk'uko namwe murikimwe mu mero zayo. Isi icika kimwe mu mero zayo, kubera cari iciyumviroc'Imana, mw'itanguriro. Kuronka isi, kuba ku Ntebe y'Inganji, kuba Umwami, kubaUmucunguzi, kuba Umukiza, izo ni imero zayo.

75 Nka kurya kw'imero zanyu. Sinshobora kuvuga i—« inkingi »kiretse hamwe noba niyumviye ku nkingi. Sinshobora kuvuga « umuntu »kiretse hamwe noba niyumviye ku mugabo. Kandi iyo niyumviye umugabo, hanyumankavuga nti : « Umugabo, » iciyumviro canje n'imero yanje kandiikivuzwe n'ijambo. Murabona ?

Nka kurya kwa Yesaya, yari gushobora gute kuvuga ati :« Inkumi igiye gusama inda » ? Iciyumviro n'igiki ?

76 Ubu naho, benshi muri mwebwe muribaza ukuntu abo, ugutahura amabanga,kuzako. Ngomba ndababwire. Murabona, n'ijambo mvuga, kandi ntabwo ariiciyumviro canje, kubera ataco mba nzi. Sinzi iciyumviro caco. Noshoborakubabwira gute uwo uri, naho uva, mu gihe ntakuzi ? Noshobora kukubwiragute ivyo wakoze mu myaka cumi iheze, mu gihe ntari bwigere ndakubona mu buzimabwanje ? Noshobora kukubwira gute aho uzokorera n'ico uzokora mu myakacumi uhereye ubu ? Menya gute kazoza ? Ariko n'iciyumviro c'uwundimuntu kanaka.

« Mugire wa mutima umwe wari muri Kristo. Mugire wa mutima umwe wari muri Kristo. » Murabona, aho reros'ukwiyumvira kwanyu. N'ukwiyumvira kwayo, icishije muri wewe. Kandi ntubauriko uraserura amajambo yawe bwite ; uba uriko uraaserura Amajambo yayo.

77 Ukwo niko bene Data bacanganikirwa, kubijanye n'ugusigura indimi, n'ibindi. Murabona, bavuga ibintu bitari vyo,ntibshobora kubona ko uwo ari Satani. Muravuga muti : « Mw'itongory'Imana ? » Rindira gusa gushika tubishikiye, murabe kwari vyo,canke kw'atari vyo. Ivyatsi bibi hamwe n'ingano bikurira mu murima umwe. Vyosebibeshwaho n'izuba rimwe n'imvura imwe. Murabona ?

« Ariko ni haba umwe muri mwebwe ariumuvugishwa, Jewe Uhoraho nzovugana na we. Kandi ivyo avuze ni vyashika, ahorero azoba ari Jewe, murabona, kuko ntazoba ariko avuga ivyiwe. Azoba arikoaraserura ivyiyumviro vyanje, imero zanje z'ibintu bitegerezwa kuba, kandinzokoresha umunwa wiwe mu kubiserura. Kandi inyuma yuko azoba yabivuze,bizotegerezwa gushika. Ijuru n'isi bizovaho, ariko Amajambo yanje ntazokwigeraananirwa. »

Yesaya yavuze ati : « Inkumiizosama inda. » Ivyo birakuraho ikibazo. Izosama inda. Ivyo Imana ivuze,irabikora.

78 Oo, kubimenyekanisha, biciye ku bavugishwa,ukwigaragaza kwayo kwose, kubera ari imero zayo z'ivyiyumviro vyayo vyaseruwe.

Ubu rero, ngw'ibi hano, mur'uyu mugoremutoya. Yar'umwe mu mero zayo. Murabona ?

Kandi ng'aho hariho umuherezi, agereranyaUmuco. Yari yavyize muri Bibiliya. Yari yarize kw'Imana ari Imana. Yari yarizeko ubugororotsi bwari ubw'ukuri. Yari yarigishijwe ko hariho amabwirizway'Imana. Yari yavyize kubera urufatiro rw'ivyo mu bwenge. Kandi yari yavukiyemu muryango mwiza ; yari umulewi.

Ariko yari abizi gusa biciye ku gutahuraku bwenge. Kandi igihe umuco w'igihe…Murabona, yari yavyize afatiye kuvyashitse, atari ivyariko birashika ; ivyari vyarashitse ! Kandiigihe yabona ivyariko biraba, idini ryiwe nta na kimwe ryabivugako, aho reronta ciyumviro cavyo yarafise.

79 Ariko Umucunguzi yari ngaho kw'isi mur'icogihe, kugira acungure izo mero z'Imana, aca aravyakira. Ntiyigeze abagirakoikibazo. Yavuze ati : « Mesiya niyaza, azokora ben'ivyo, » kandiivyo birakuraho ikibazo. Kandi yarabibonye bikoretse, rero…Aravuga ati :« Ndi Mesiya, » rero ivyo vyarakuyeho ikibazo. Nta kindi kibazo.Yaciye yigira gusa, abwira abandi bantu bose, « Nimuze murabe Uwonabonye. »

80 Izo ntabwe zituma tuba abera, ingoroz'ikibanza cayo ibamwo : ugutsindanishirizwa, ukwezwa, umubatizo wa MpwemuYera n'Umucanwa. Ivyo ni vyo bikora ukwezwa kw'iyo ngoro yacu.

81 Rero, nk'uko inyubako y'isi ya keraitasambuwe n'amazi igihe yozwa, inyubako z'umubumbe, ya nyubako ya kera,ya…ivyondo vyose, ibintu vyose Imana yashize kw'isi ntivyasambuwe igihe isi yambere yasamburwa. Kandi Bibiliya ivuga ko « yasambuwe » arikoinyubako zayo ntizasambutse. Yahoneje gusa icaha n'abanyavyaha bari kuri yo.Inyubako yagumyeho.

82 Ariko murabona, nk'ugutsindanishirizwa,nk'uku mwebwe Ababatiste n'Abametodiste bashaka kuvyiyumvira,ugutsindanishirizwa gusa, ukwizera n'ukubatizwa, ntibihagije, muzosubirakwangara mu bintu vy'isi kandi, mwimoshe imishatsi, mwambare amabutura,n'ibindi vyose. Murabona, nta na kimwe cari bwabe. Mwararavye gusa murabona komwakoze nabi.

83 Ugutsindanishirizwa kwakoze iki kw'isi ?Ntikwigeze gukora ikintu na kimwe kuri yo, yarasubiye iratangura isubira kubakoivyaha vyinshi kurusha uko yari. Uko niko umuntu akora, kandi aho niho ashikagusa.

Ubwo nibwoburyo wa mukwiragizabutumwa Billy Graham, akunda kubibona. Yavuze ati :« Ndagenda nkaronka abahindukiriye Imana ibihumbi mirongitatu, nkagarukainyuma y'umwaka sindonke mirongitatu. » N'ugushika ngaho gusa bagenda.Murabona ? Kandi koko, barihana. Ndizera ko bihana ; benshi muri bo,canke benshi muri bo, na buke buke. Ariko ivyo sivyo bisaba. Biravyemeza ngaha.

84 Ubu rero, inyubako y'isi ya kerantiyasanganguwe n'amazi. Isi gusa yarogejwe. Yaronse umubatizo wayo.Yarabatijwe.

Kandi n'iko inyubako izoguma iri, nahoizoturirwa n'Umuriro. Ntusangangura isi, murabona, usangangura gusa icaha kirikuri yo.

85 Raba neza ngaha, bamwe muri mwebweabanyeshure ba Bibiliya, kandi ivy'umwihariko Umwigisha Vayle ariko arandaba.Raba neza muri Petero, mu kigabane ca 2 ca Petero ngaha, ikigabane ca 3 ahubwo,yakoresheje ijambo « isi » nk'ijambo ry'Ikigiriki kosmos, risigura« umukorere w'isi ». « Isi izokurwaho, ibiyiriko bishongeshwen'ubushuhe bwinshi. » Murabona ? Ntibisigura ko isi, umubumbe,uzokurwaho. Ariko isi, kosmos, amapolitike, abanyavyaha, imikorere, icaha,ingwara, imigera, ikintu cose kitari co, kizokurwaho. Ikintu cose cigeze…

Igihe kimwe Imana yanyiganyije amajuru, arikokino gihe yavuze kw'izonyiganyiza isi, ijuru n'isi… « Yanyiganyijeisi, » ahubwo, « Ubu naho izonyiganyiza amajuru. »Murabona ? « Kuko turonka Ubwami budashobora kunyiganyizwa. »N'Ubwami buhoraho. Nimurabe ukuntu yabigiyeko.

86 Raba ngaha, Petero yavuze ati :« Kandi izoshongeshwa n'ubushuwe bw'umurengera, kandi n'ibikorwa birimwobizotongongorwa, » s'umubumbe. « Ibikorwa biyirimwo, » ibikorwavy'umuntu, abanyapolitike babo bose, imigambi yabo yose, n'amadini yabo yosen'imigambi yakozwe n'umuntu, yose izojana nayo igihe izosha.

87 «Kandi—kandiamajuru azokurwaho n'uguturagara gukomeye. » Aha mwabibonye neza ?« Amajuru azokurwaho n'uguturagara gukomeye. » Nimwumvirize !Isi yose izofatwa n'umucanwa, kandi izosohora ivyuka biri mw'isi ice iturika.Ukwo n'ukuri. Vuga…Bibiliya ivuga ngaha, Petero yavuze ati : « Kandiamajuru azokurwaho, n'isi, n'uguturagara gukomeye. » Ukwo guturagarakuzoyitembagaza, Oo, bagenzi, kubera utegerezwa kwica buri ngwara, buri gitovu,buri hwa. Ikintu cose ngaho kizotegerezwa gukorwa, Umuriro uzogitongongora.Kandi mwibuke, naho nyene s'umuriro usanzwe, ni kandi Umuriro Wera, murabona,uzokuraho Satani n'abiwe bose, abadayimoni bose. « Ivyo bibiri, ijurun'isi, » amen, « bizokurwaho, » wice imigera yose, udukokotwose, ubuzima bwose bwa kameremere buri kuri yo n'ubuyikikije, na $H_2O$(amazi) bizoturika. Nimuvyiyumvireko. Muravuga ku guturagara !

Mwiyumvira ko kwa guturika gutoya ngaha muriTucson kwar'ikintu kanaka, igihe yugurura amashashara atandatu, kwanyiganjeigihugu kihakikije, kugatera ukuvuga. Rindira gushika aho iyi si izoronkaumubatizo wayo !

88 Murazi, iyo umuntu aronse umubatizow'Umucanwa, harabaho ugwamo rwinshi ngaho. Biyumvira ko biteye isoni, kwumvaabantu basemerera bavuga nk'uko. Nimurindire gusa gushika iyi si ironseumubatizo

wayo !

Egome, uzoyisigura…uzoyituragaza, $H_2O$,amazi, kuko Bibiliya ivuga hano mu Vyahishuwe 21, « n'ikiyaga nticarikikiriho, » caraturitse. Ivyo bizohindura uburinganire bwose bw'isi yose.Izoturika hanyuma icike utumanyu. Ibiri inyuma vyose, umufundikizo wayo, hamwen'intambwe amajana n'amajana uja munsi, bizokurwaho burundu gusa. Ibirere,ivyuka biri mw'isi ubu, aho bariko bararondera ayo ma misile adashobora kurengaaho, mur'ico kirere kinini hariya hejuru, hejuru cane mu kirere kanaka ahariubwoko bwose bw'ivyuka, bavuga ; kandi ivyo bizoturika. Uburake bwerandabw'Imana buzoza kuri yo, murabona, hanyuma buyeze, buzohindura uburinganire bwayo bwose.

89 Ubu rero, benshi muri mwebwe bashaka kwandikairi jambo, ijambo ry'Ikigiriki, « gukurwaho. » Rivamw'ijambo…Vyasabwe ko ndarirondera. Niyumviye nti : « Iyi siizokurwaho gute, kandi tuzoba kuri yo ? » Ariko hamwe mworaba neza,bamwe muri mwebwe bantu mushaka kuryandika, ngomba mvuge indome zaryo.Sinashobora kurisoma, p-a-r-e-r-e-c-h-o-m-i-a. Sinzi ukuntu risomwa.

Rero, ukwo nyene, nk'uko navuze, igihendose…Ihumekerwa rinjeko kubw'ikintu kanaka, nca nsubira inyuma kuraba ijambo.Rero, ngaha, sinshoboye kuvuga indome z'iryo jambo, canke sinshoboye—Sinshoboyekurivuga. Ariko, mur'ivyo, Umwami yagumye ancira inzira. Ndagenda nkaca ndonkaico iryo jambo risigura. Murabona ? Hanyuma nkongera nkarironka.Murabona ?

Ijuru n'isi bizovaho, rero, iri jamborisigura, « kuva mw'ishusho imwe ija mu yindi. » Ntirisigura« ugukuraho burundu, » nk'uko ijambo ry'Icongereza risigura,kuvanywaho, yakuweho burundu. Ariko ijambo ry'Igiheburayo, canke ijambory'Ikigiriki ngaha, ntirisigura gukuraho, risigura « kuvanwa mu kintukimwe ujanwa mu kindi. » Nimurabe, ariko, « kuvanywa mu meroimwe, » rivuga « uja mu yindi. »

90 Ubu rero nimwihweze neza, Pauloyararikoresheje, namba mushaka kurisoma ubu nyene. Muryandike, murashoborakurisoma hanyuma. Muri Tito 3:5, Paulo ariko arakoresha iryo jambo nyene,risigura ukugirwa mushasha kw'umuntu, ko umuntu aba yakuwe mu kuba umunyavyahaaba uwera, s'ugukurwaho burundu. Iyo umuntu yahinduwe, ntaba yakuweho burundu,ariko aba ar'umuntu yahinduwe. Aba yahinduwe ava mu vyo yari, aja mu vyo ari,ntaba yarakuweho burundu.

91 Yesu yakoresheje iryo jambo nyene muri Matayo19:28 ; rero, si 28:19. Ubu rero, 19:28, yababwiye ati :« Muzokwicarana nanje mu bwami bwa Data, mwahinduwe bashasha, »murabona, « mwahindutse, ». Yakoresheje iryo jambo nyene.

Kandi yakoresheje iryo jambo nyene igiheyavuga inyana y'indogoba, yavuze ati : « Zitura iyo nyana y'indogobamuyireke igende. »

Yavuze ivyo nyene ku kuzuka kwa Razaro,« Nimumuhambure ! Muhindure ! Yari aboshwe ; nimumurekeagende ! »

Bisigura iki ? Isi izobohorwa ive muminwe ya Satani. Izobohorwa. Izobohorwa ku mapolitike, izobohorwa ku mikorerey'ivy'ugusenga vy'ikidini, kugira ikoreshwe kubw'Ubwami bw'Imana, kugiraibushimangire hano kw'isi. Ariko igihe cose ikiri mu minwe ya Satani,amapolitike…Satani umutware w'isi, ni nyene yo, yegukira kuri we, ariko ubuKristo yarayicunguye.

92 Igihe kimwe, nari inyegu yiwe, ariko ubusindi yo. Igihe kimwe, uyu mugore akiri muto yari inyegu yiwe, ariko ubu siyo.Murabona, yaje gukurako icafata kuri yo. Yakuyeho ugucakira kw'icaha, kwaSatani, ku buzima bwanje, ku buzima bwawe, ubu naho ntituri abiwe.

Murakunda kunyumva kenshi mvuga, mw'isengesho,nti : « Kura iminwe yawe ku nyegu y'Imana » ? Murabona ? Amen ! Gira ukwizera kwo gukomoza abawe. N'uburenganzirabwanyu. « Kura iminwe yawe kur'uyu mukobwa ! Kura iminwe yawe kur'uyumuhungu ! » Murabona, ukwizera, kuzobikora. Oo bagenzi !S'ukuyikuraho burundu, ariko, gusa, « Kura iminwe yawe kuri yo, »kuyibohora, kuyireka igende, kuyikuraho. Irahinduka.

Isi izohinduka. Amapolitike azohinduka.Ivy'ugusenga bizohinduka. Amadini azokurwaho. Amapolitike azokurwaho. Ubwamibw'Imana buzoca bushirwaho.

93 Dusomye muri Yohana, dusomye Yohana muVyahishuriwe 6:14, murabona, « yarizinze nk'umuzingo w'igitabu. »Bibiliya ivuga ko…ko…Yohana yavuze ati : « Mbona ijuru n'isi vyizingank'umuzingo w'igitabu. » Yohana, Ivyahishuriwe 6:14.

Yesu yavuze ati : « Ijuru n'isibizokurwaho, » canke mu yandi majambo, « ijuru n'isibizohindurwa. » Murabona, yakoresheje rya jambo nyene ngaho kandi.

Oya, s'ugukurwaho burundu. Kuko mu nyuma, muVyahishuriwe 21:2 gushika kuri 24, yabonye Yerusalemu Nshasha imanuka ivuyemw'Ijuru ku Mana, ihagarara kur'iyi si. Ntibisigura ko izokurwaho burundu.Imikorere izohindurwa.

94 Daniyeli yabonye ivyo nyene. Ibuye ryakubiseisi, ryasituwe ridasituwe n'amaboko ; hanyuma igishushanyo cosec'imikorere kirabomorwa gihindurwa umuguruka ku mbuga ryo kw'ikubitiro ryo muci, hanyuma umuyaga urawutwara. Kandi iryo Buye, Co ubwaco, kirakura gihindukaUmusozi munini wuzuye isi. Raba neza uyo Musozi ubu rero, mu kanya gatoya. UwoMusozi wuzura isi.

Kandi, turabona ngaha, aha kandi muVyahishuriwe, havugwa hati : « Abami bo kw'isi bazozana bazozanaicubahiro cabo n'ubwiza bwabo muri co. » Mw'isi, hicaye…Yerusalemu nshashaihagaze kur'iyi si. Murabona, yarahindutse gusa.

95 Uri wa muntu nyene, mu gihagararo, uwo wariuri igihe Imana yabahamagara, wa mugore nyene. Ariko, murabona, ico vyakoze,kwari uguhindurwa basha. Ubuzima bwa kera bwarakuweho. Ka gashako ka kerakarakuweho. Igihe, mwahora mukunda kunwa, kurahira, kwidoga, gushavura,kwirukanga hirya no hino, n'ivy'ingeso mbi, ivyo bintu vyaramaze gupfa.Murabona ? Ariko ubu mukoreshwa…Ico gihe mwari igikoresho ca Satani ;ubu mwaracunguwe.

Kandi ico nico isi izoba, ukwo nyene,iyacunguwe, Ijuru Rishasha n'Isi Nshasha.

Nk'uku kwanyu, « Uri icaremwegishasha. » Kandi ijambo ry'Ikigiriki ngaho, uwari we wese arazi, korivuga riti : « Uri iremwa rishasha. » Amen ! Iremwarishasha muri ya ngoro ya kera nyene. Aleluya. Nimwihweze rero ikiba ngaharero. Mbega ikintu c'ubwiza ! Neza cane.

96 Ubu rero turabona ko iyi si izobamwo abamib'isi.

Ikindi naco, muri Matayo 5:5, Yesu yavuzeati : « Abatekereza bazorarwa isi. » Ntizo…ntibazohabwa iyindisi. Izoba ari iyi si nyene. Ndiko ndagerageza kubashikana—ku mugambiw'icungurwa ubwa mbere, ata kindi na kimwe niriwe ndaronka, murabona. Umubatizow'Umucanwa, kuri yo, n'uwo gusa kuyeza no kuyigira ikibanza kibereyeabatekereza bayo kuyibako. Murabona ? Oo !

Nk'uko yabikoze kuri twebwe, ivyaremwe vyayo,kugira ibibemwo. Imbere y'uko ishobora kuza muri vyo, yategerezwa kuduha umubatizow'Umucanwa ; hanyuma Mpwemu Yera akaza akabaho, umubatizo w'Umucanwa.Rero, iyo uronse uwo mubatizo w'Umucanwa, aho rero Mpwemu Yera arashoborakwinjira. Iki ? Nk'uko ukora, uraturira ikintu cose kinturanye n'Ijambo,ukakivana muri wewe. Murabona ? Ntuzokwizera ikindi kintu na kimwe atariIjambo, kubera ari Ijambo. Murabona ? Murabona ? Murabona ?

97 Ubu rero, ivyo nivyo twariko turavuga wamunsi, ikimenyamenya ca Mpwemu Yera. Murabona ? Ikimenyamenya ca MpwemuYera n'igihe mushobora kwakira Ijambo ; atari imikorere kanaka, arikoukuronka ugutahura kudatosekaye. Ni gute mumenya ko Ijambo ritomoye,muritahura ? Nimuryihweze ryishingira intahe Ryo ubwaryo.

« Emwe, » muravuga muti :« Ndabona uyu akora ibi, n'uriya. » Oo, ego, ivyatsi bibi bibabo kwakundi nyene. Murabona ?

Ariko ritegerezwa kuba Ijambo ryose. KubaUmugeni, mutegerezwa kuba igice ciwe. We n'Ijambo. Murabona ? None igiceciwe n'igiki ? Ijambo ryasezeranywe kubw'iki gihe igihe ahamagaye Umugeniwiwe. Ba igice caryo. Murabitahura ? Ubu rero, nti—ntimubihushe ubu rero.Raba neza.

Kandi yayigizeikibanza kibereye kubamwo mu Bihe bidashira.

98 Raba neza, ibi biracari ibitisungwa…Iyiinganji y'Imyaka Igihumbi, imyaka igihumbi, siyo Si Nshasha. Murabona, inganjiy'Imyaka Igihumbi n'inganji itandukanye. Ivyo nivyo twinjiyemwo, Inganjiy'Imyaka Igihumbi, ariko iyo si Isi Nshasha, Ijuru Rishasha. Oya, oya. Ico gusan'ikibanza co kuruhukiramwo, murabona, igihe c'akaruhuko, nta na gato ari IsiNshasha n'Ijuru Rishasha ; kuko murabona, mu Nganji y'Imyaka Igihumbi,turabise ibintu bitazoja Hariya. N'igitutu ca wa munsi w'indwi wa kera, hariyamuri Eden ; umunsi w'indwi, inyuma y'ukurema isi. Umunsi w'indwi,Yararuhutse muri Edeni, no mu Nganji y'Imyaka Igihumbi.

99 Murabona, isi ubu ifise hafi y'imyaka ibihumbi bitandatu. Murabona ? Buri myaka ibiri yaronka u—ugusangangurwa.Murabona ?

Imyaka ibihumbi bibiri ya mbere, umwuzurewaraje, hanyuma urayibatiza (n'iki ?) n'amazi.

Iyindi myaka ibihumbi bibiri ikurikira, Yesuyaraje kuyeza hanyuma aremeza kwari iyiwe, akororera amaraso yiwe kuri yo,ayita iyiwe. Neza cane.

« Nzogaruka kandi, » Ahaa, ubu reronk'Umwami ari kumwe n'Umwamikazi wiwe, hanyuma iyindi myaka ibihumbi bibiri yakabiri (akora iki ?) araza agatanga igihe ciwe c'uburuhuko.

Hanyuma agaca ayiturira, agaca akomozaabiwe ; agasubiza abiwe kuri yo.

Kandi nimurabe neza, s'isi itunganye, iyiNganji y'Imyaka Igihumbi, n'ikigereranyo c'umunsi w'indwi. Hanyuma hagaca hazaya Ntebe Yera y'Inganji y'urubanza. Turacari mu gihe, mu Nganji y'ImyakaIgihumbi.

N'umunsi, imyaka igihumbi. N'ikigize igihe. Oya, ivyo ntimuvyitiranyen'Isi Nshasha, rero, kuko si yo.

100 Ivyo mwoshobora kubimbwira. Ubu rero niyumvank'uko umuntu kanaka yoshobora kumbwira ibi, ati : « Rero, mwene DataBranham, ugiye gukora iki none ? Wamaze indwi vyawe vyose bikwiye. Ubunone uzokora hehe ? Rero, uri umunyabugabuzi. » Uwo niwo ndi. Ndizerako n'Imana ari wo iri, na Yo nyene. Raba neza, nimurabe. « Wamazeibigereranyo vyose vy'ubugabuzi. Kuko hamwe woshira ikindi kintu na kimwe hiryay'uwo munsi w'indwi, uzokironka gute ? Ubu naho uca ujahe ? »

Neza cane, ubu rero ngomba ndabakeburirekuraba ikintu kanaka, murabona. Ahaaa. Murabona ? Rero, sindi—sindajahanze y'ubugabuzi. Ndafise ikindi Canditswe hano. Kandi mwibuke, vyosebitegerezwa gushitswa, buri gace kavyo kose. Murabona ?

101 Ubu rero muravuga muti : « Mwene Data Branham, uriko uragerageza gushira ikintu kanaka hakurya ya wa munsiw'indwi, ya sabato y'umunsi w'indwi. »

Nk'uko Imana yaremye isi, igakora mu minsiitandatu, hanyuma ikaruhuka ku munsi w'indwi, cari gusa ikigereranyo c'igihe,igihe. Ariko nari navuze ngaha ko ducika Abahoraho.

« Rero ikigereranyo cawe kiri hehe uburero ? » Uvuga ko uri uwukoresha ibigereranyo. Rero, wewe, ubu rerowaherewe n'ibigereranyo. » Oya, suko. Reka turabe ko twoba tugifise.

102 Reka tuje mu Balewi, hariya mu kigabane ca 23c'Abalewi. Ubu naho ngomba ko mubona ko mu Balewi, aho twari kuw'Iyinga uheze,canke ubuheruka…Iki nico campaye iciyumviro, hano. Ikigane ca 23 c'Abalewi, kumurongo wa 26.

Ubu rero mwibuke, hariho iminsi ndwi y'umunsimukuru. Umunsi mukuru w'inzamba, umunsi mukuru ya—w'amahema, iminsi mikuruy'ukuzungagiza imikama, i…Iyo yose, hariho iminsi indwi y'iminsi mikuru y'agahebuza,iyo yari gusa ikigereranyo c'Ibihe Indwi vy'Ishengero. Kandi muribuka amasabatoyari hagati y'umwe n'uwundi ? Murabona, amasabato indwi, uhereye kuripentekoti ugashitsa ku nzamba, izari Ibihe Ndwi vy'Ishengero. Kandi harihoiminsi ndwi y'umunsi mukuru, igereranya Ibihe Ndwi vy'Ishengero. Bandanyan'ivyo bitigiri vyanyu.

103 Muravuga muti : « Emwe, ubu rero,mwene Data Branham, wahejeje kuhererwa. Waronse indwi vyawe. »

Neza cane, reka dufate umunsi mukuru wanyuma, uwari umunsi mukuru w'amahema. Ubu rero nimurabe neza aha ku murongo wa36.

Mur' iyo misi ukw ar' indwi, uko bukeye muzemunshikanire ibimazi bitongorwa n'umuriro; umusi ugira umunani—umunsi ugiraumunani muze muwugire uwo gukorana kwera (hariho ikindi gihe cera kirikokiraza)...gukorana kwera muze muwunshikanirekw ikimazi gitongorwa n'umuriro:rize ribe ikoraniro ry'agahebuza; ntihaze hagire igikorwa kiruhisha muwukorako.

Ubu rero turaronse umunsi « w'umunani. » Rero, hariho gusaiminsi ndwi, ariko ngaha tuvuga ku munsi « w'umunani, » ikoraniroryera, ikoraniro. Raba neza, « Ntihagire igikorwa mukora kuri wo. »Umunsi w'umunani, n'ukugira (iki ?) ukugaruka ku munsi wa mbere. Kuko,uvuga ku Bihe Bidashira, nk'uko uzunguruka utagira ahantu uhagarariramwo. Amen. Murabibona ?

104 Raba neza, hari kandi kur'uwo munsi w'umunani. Umunsi wa nyuma, umunsiw'umunsi mukuru w'amahema, raba neza inyuma y'ivyo, inyuma y'umunsi w'umunsimukuru wa nyuma, inyuma y'Igihe c'Ishengero ca nyuma, inyuma y'uguherahezwa kwanyuma kw'iminsi ndwi kw'isi, inyuma y'Inganji y'Imyaka Igihumbi, niho iryokoraniro ryera ryaba.

Mwibuke, uyu n'umunsi mukuru w'amahema, amahema, « ibibanzavy'amakoraniro. » Amen ! Hehe ? « Mu Nganji y'ImyakaIgihumbi, » Bibiliya ivuga iti : « Bazokubaka amazu ;bazoyiberamwo. »

Ariko mw'Isi Nshasha, Yari yamaze kugenda gutegura ikibanza. Kirubatswe. Nta na kimwe dufise co gukora kubw'ukubakwa kwaco. Amen.Abahoraho ! Oo, ndakunda iryo Jambo koko ! Bagenzi ! Ikoraniroryera, umunsi w'umunani. Iyo, ari iminsi indwi gusa. Hanyuma ku munsi ugiraindwi, uwugaruka ku munsi wa mbere kandi, ugaruka ku munsi wa mbere, umunsiw'umunani n'ikora-…ikoraniro ryera.

105 Raba neza, iminsi indwi, niyo yategerezwagusa gukora kw'iremwa rya kera, igihe c'isi. Iminsi indwi, n'Inganji y'ImyakaIgihumbi, umunsi w'akaruhuko. Nk'uko Imana yakoze iminsi itandatu, ikaruhuka kumunsi w'indwi, ariko mur'acari mu kigize igihe. Sindiko ndavuga ku Bihebidashira.

Ariko, murabona, nta kintu nk'ico c'iminsiumunani kiriho ; usubira ku munsi wa mbere kandi, murabona, umunsi wambere.

106 Isabato yavuga ku vyagezwa vya kera,ivyategerezwa gukurwaho. Ukuziririrza isabato, « iyakuweho, » canke,nk'uko navuze, « yahinduwe mu yindi. » Ntiyakuweho, yarahindutse gusaikurwa mu vyagezwe

vya kera, vy'ukuziririza umunsi kanaka wo mw'iyinga.

Yesaya, ikigabane ca 19, havuga, nizerakw'ari 28:19, havuga hati : « Icagezwe gitegerezwa kuba kukindi ; aha gatoya, na harya gatoya. » « Nimwumire kuvyiza. » « Kuko mu minwa idebagura no mu zindi ndimi ariho nzovuganiran'iri hanga. Kandi ubu nibwo buruhukiro. » Murabona ?

Mwinjira mu Buzima, s'ukuziririza umunsicanke igitutu. Paulo yavuze, hano mu Baheburayo ikigabane ca 4.« Muziririza iminsi n'ibitutu, n'ibindi nk'ivyo ; ico mwacishijwemwokintera ubwoba. » Murabona, ntiduca mu minsi n'amategeko kanaka. « Mwavuye murupfu muja mu Bugingo Budashira, » si iminsi n'ibihe. Mwagiye mu BiheBidashira. Iryo n'ikoranir-…ikoraniro ryera, ikoraniraro ahubwo.

107 Iminsi indwi, mwihweze, « iyikurwaho,» canke nk'uko navuze,« izohinduka mu yindi. » Iminsi umunani ikorana n'iremwa rishasha,murabona, si iremwa rya kera. Iminsi umunani ni iremwa rishasha.

Kuko, hari ku munsi w'umunani Umwami wacu yazukiyeko mu bapfuye.Ngw'iryo irindi koraniro ryera ryanyu, ubweranda ; s'ukuziririzaamasabato, na gatoya, canke iminsi mikuru y'amahema, umunsi mukuru w'iki,n'umunsi mukuru wa pentekoti. Yesu yarazutse mu bapfuyekubw'ugutsindanishirizwa kwacu, ku munsi w'umunani. Inyuma y'amasabato indwi,canke iminsi indwi, Ibihe Ndwi vy'Ishengero, Yesu yarazutse mu bapfuye. Umunsiw'umunani, uwuri ikoraniro ryera, murabona, uwo nawo n'umunsi wa mbere.

Murabona, mwahejeje guca mu bihe, mwakorokeye mu Bihe bidashirakandi ; atari ukuziririza iminsi, canke ukuziririza amasabato ; n'amezimashasha, n'ibintu nk'ivyo. « Ariko vyarenganye, » mwarahindutse«ishusho yanyu ; atari ugukurwaho burundu. Ubwiza ! « Arikomwaravuye mu rupfu muja mu Bugingo Budashira. » Oo, mbega ivyo Bibiliyaitwigisha ! Murabona, mwavuye mur'umwe muba uwundi.

108 Neza cane, « yararenganye, »isabato ya kera yararenganye. Yesu yazutse ku munsi w'umunani. Uwo wari umunsiw'umwihariko, wera. Kandi ntiwari umunsi ; kubera umunsi, igihe, caricamaze kuhera. Cari cinjiye mu Bihe Bidashira. Murabona, casubiye bukwi na bukwihariya inyuma ku munsi wa mbere kandi. Murabona ?

Ibihe Bidashira bimeze nk'i—impeta.Ntimushoboye kuronka imfuruka n'imwe kuri yo. Nta hantu na hamwe hoguhagararira wosanga ku muzingi utunganye. Uguma ubandanya. Ntaco ubwitwayeahantu kure woja, uguma ubandanya. Woshobora gutangura kuzungurukank'uku ; ukagenda uca mu mwuzure, ukagenda uca mw'isi, ukagenda hiryay'isi, uguma ugend-…[Ikibanza kigaragara kw'ibande—Umw.]

Ibintu vyose vyaremewe hano, vyarononekaye,ntivyaremwe, na Satani, ivyo bizozimangana igihe ya nkengeri ihambaye izovugan'igihe Inzamba izovuga.

Kandi hariya inyuma mw'itanguriro, ahoinkingi zari zibohewe muri Edeni, igihe umuntu yaza kw'isi hanyuma akagwa,umwagazi mutoya washeshe amaraso yayo, ivyo vyavuga wa Mwagazi uhambaye warikouraza gusesa Amaraso yawo. Karuvariyo yamanitse umusaraba, wafatanije Isezeranorya Kera ; kur'abo batsindanishirijwe, bari bavyiteze. Kandi mur'ububugabuzi bushasha, ku kuza kw'Umwami, kw'Isi Nshasha, umugozi w'agakiza(Amaraso, ububasha bwacunguwe ubwo ndiko ndavuga, kandi biciye kur'uyo mukorerenyene bwacunguye umuntu n'isi) buzokwongera kuduzwa hejuru kandi mu BiheBidashira. Hanyuma Ikiyaga c'Umuriro kizotongongora buri kintu kitubaha Imanacanke kitabitoranirijwe. Murabibona ?

109 Raba neza, umunsi w'umunani, Yesu yazutsekubw'ugutsindanishirizwa kwacu. Umwami ahoraho, afise Ubwami buhoraho bwokubatizwamwo, mu Buzima buhoraho. Atari iminsi indwi ; nta na kimwe afiseco gukorana n'umunsi n'umwe. Havugwa ukundi, Uguhoraho, ukuza ; havugwaigihe gihoraho, Isi ndiko ndavuga.

110 Kandi nimurabe neza, inyuma y'iminsimirongitanu, canke amasabato indwi uhereye ngaho, habaye kandi irindi koraniroryera. Habaye iki ? Mpwemu Yera yaramanutse ku Munsi wa Pentekoti, kumunsi ugira indwi…Canke, ku munsi w'umunani, yamanutse ku munsi w'umunani. Hariamasabato indwi inyuma yaho, neza cane, inyuma y'izuka ryiwe, murabona ;rero ivyo bica bigira incuro ndwi, kugira bigaruke neza na neza ku munsi wambere w'iyinga, neza cane. Murabona ?

111 Ngw'iryo rya koraniro ryera ryanyu, nta kintuna kimwe rifise co gukorana n'ibintu bigaragara. Rirarengeye ivyo. Riri muBwami bw'Imana, rifise Ubuzima Budashira, hamwe n'abatoranijwe batigezebatangura. Ntiwigeze utangura ku munsi n'umwe. Ntiwakijijwe ku munsi n'umwe.Wamwe ibihe vyose warakijijwe. Amen. Yesu yaje gusa gucungura ivyo ; arikowari warakijijwe, uhereye mu ntango, kubera warufise Ubuzima buhoraho, kuva muntango.

112 Ifi ntiyigeze kuba inzoka yo mu mazi cankeikinyamurobo. Yoshobora kuba mu mazi amwe na co, ariko uhereye mu ntango, yariifi. Urusenga gusa rwarayifashe, murabona, ariko nico yari iri uhereye kuntango. Ngw'iyo ya…

Rero, ntituri hanze y'ubugabuzi. Sivyo ?Turi neza na neza mu Vyanditswe. Iminsi mirongitanu inyuma

yaho, yaraje.

113 Murabona, umunani ntishobora guharurikamw'iyinga. Murabona, ntiyoshobora guharurika, iminsi umunani mw'iyinga.Ntiwoshobora kubikora, murabona, kubera hari iminsi indwi gusa mw'iyinga.N'uyiharure ukwo ugomba kwose. Kuw'Iyinga n'umunsi wa mbere w'iyinga. Murabona,muraharura indwi, hanyuma mugategerezwa gusubira inyuma mugasubira gutangurakandi. Muharura indwi, mugaca musubira inyuma mugasubiramwo kandi.Murabona ?

114 Kandi twabaye mur'ivyo bigereranyo vyosengaha, ariko, iyo ushitse ku w'umunani, uca ubandanya mu Bihe bidashira. Ntuzabiciye mu vyagezwe, imihango, n'amategeko. Uza biciye mu kumenywa imberey'igihe. Amen ! Hariho ikoraniro ryera ry'ukuri ! Murabona ?Kandi turiko turaheraheza igihe c'ishengero ry'indwi, igihe c'ishengero, igiheca Pentekoti. Murabibona ? Turiko turinjira iryo koraniro ryera. Turikoturinjira mur'ivyo Bihe bidashira bigaragara kandi vy'ukuri, aho Ishengerorihamagarirwa ; atari ahantu kanaka ho guhagarara, idini kanaka, ariko muBihe bidashira bari kumwe n'Umwami wabo ahoraho. Murabona ? Ntayo dufisena gato, nta kintu nk'ico c'iminsi, n'ibintu, n'ibihe. Mwarajabukiye mu Bihebidashira, aho mwavuye. Mwari Hariya, kuva mu ntango. Murabona ?

115 Iyo muronse Ubuzima Buhoraho, hariho gusaubwoko bumwe, nabwo n'Imana, kandi muri imero yagaragajwe. Murabona ? Iyomu…Namba mutari yo, ntimuzobayo, ukwo biri kwose. « Nta muntu ashoborakuza kuri Jewe, Data atamukweze. » Murabona ? Ibintu« vyakuweho, » ibi bintu vyose vya kera ; ariko ibi Bintu ntibikurwaho,rero bivuga ivy'Ibihe Bidashira. Mpwemu Yera ahoraho. Rero, muri mu BiheBidashira, aho mwari muri ibihe vyose, ariko gusa mwaramenye ivyabaye.

Murabona, mwaremewe intumbero ihoraho, kuberamwari u—ukugaragazwa kw'imero yari mu Mana, yabiyumviriyeko kandiikabagaragaza ; kandi yaremye isi ibakuramwo, hanyuma ibagira ikiremwamuntu. Icaha kiraza kica conona inzira zayo. Mwaraje, uko biri kwose, arikowari warazimiranye n'isi. Rero yaraje irakurokora, imero yagaragajwe, kandiicungura iyi si ikoresheje ubwo buryo nyene. Hanyuma intumbero yayo icairabandanya. Murabona ? Oo ! Aleluya ! Oo, ivyo binkorera ivyizavyinshi, kwiyumvira gusa ibiri imbere !

116 Ubu rero, mu Banyefeso 1:10, citwa…Ubu rero,namba muriko muravyandika, Abanyefeso 1:10, nticitwa ubugabuzi, ntihitwa umunsiw'indwi. Citwa « igihe gikwiye. » Kandi igihe « igihegikwiye » cashika, niho igihe caheraherezwa. Igihe ata gihe gisigaye, ahorero uca winjira mu Bihe bidashira, inyuma yuko igihe c'ishengero ry'indwigiheze, kandi rero, igihe ca Luteri caraheze, igihe c'Abametodiste caraheze,igihe c'Abapentekoti caheze. Ubu naho muca muja mu (iki ?) BiheBidashira ; nta bindi vy'indwi bisigaye, nta bindi vya bitatu bisigaye,nta kindi gisigaye. Bari mu Bihe Bidashira, aho ata mwanya nk'uwo urihonk'ibitigiri, ibihe, n'ibintu. Amen ! Oo, bagenzi ! Ubumurabibona ?

117 Rero, inyuma yuko igihe cari caraherahejwe,icaha cose cari cagiye, kirakurwaho, mu Nganji y'Imyaka Igihumbi, kuri ya Ntebey'Inganji Yera ihambaye y'urubanza. (Ikigereranyo, biciye kuri Mpwemu Yera.)Inyuma yuko isi ifatwa n'Umuriro ikabatizwa, Umubatizo wayo w'Umucanwa Wera uvamw'Ijuru ; icaha cose cakuweho, imigera yose yakuweho, abadayimoni bosebakuweho, ibigeragezo vyose vyakuweho, ikibi cose cakuweho. (Ikigereranyo c'unomunsi.) None Imana ica ikora iki ? Irashobora kwicara kw'isi, murabona,kubera icaha cose cakuweho.

118 Nico kimwe n'ico ikora iyo iguhaye umubatizowa Mpwemu Yera n'Umucanwa. Irashobora kuza ikabana na we, kandi turashoborakwicara mu bibanza vyo mw'Ijuru muri Kristo Yesu, kubera tuba tumaze kuba turimuri We. Si « tuzoba ». Ubu nyene twicaye muri Kristo Yesu.Twinjirayo gute ? Biciye ku mubatizo umwe wa Mpwemu Yera. « Biciyekuri Mpwemu Yera umwe twabatijwe twese muri Kristo, » aho turi ubu.Ntituzoba muri Kristo ; turiyo ! N'Umwami wa mpwemu ahambaye aganzaMpwemu ari muri twebwe, kubera twari muri We ku ntango.

119 Murabona, Imana, mu ntango, igihe yabiyumviraikiyumvira n'abandi nk'uko, yiyumviye Yo ubwayo uko yoba iyikorwako. Ivyo vyarivyo vyiyumviro vyayo. Murabona ? Rero, yaraseruye ivyiyumviro vyayoikoresheje Ijambo. Iravuga iti : « Nihabeho. »« Nihabeho, » « Nihabeho, » hanyuma bica birabaho.« Nihabeho, » bigaca bibaho.

Hanyuma, haheze akanya, yagumye ivuga« nihabeho, » gushika aho abantu bavuze, umunsi umwe, bati : « NturekeImana ngo ivuge ! »

Iravuga iti : « Ubu reronzovuganira nabo biciye mu muvugishwa. » Murabona ? « Guheraubu, nzovuganira nabo biciye mu muvugishwa. »

Hanyuma umuvugishwa aravuga ati :« Hazoza ; hazobaho, » kandi bikaba, bikaba. Kandi bikaba,bikaba, murabona, neza na neza nk'uko nyene. Ubu rero murabitahuye ?

120 «Igihe gikwiye » cashitse inyumayuko igihe cari caherahejwe. Icaha cakuweho, inyuma y'umubatizo w'isi, inyumay'umubatizo w'isi uyigira ikibaza kibereye ; nta ngwara, nta migera, ntamahwa, nta bitovu, nta rupfu, nta mubabaro, nta kumeneka umutwe ; ntamyaka y'ubusaza, nta na kimwe co kuserukira

urupfu ; nta na kimwe kitarico ; neza cane ; nta kintu na kimwe ca kameremere. Uguhoraho !

121 Rero, imero yiwe igaragazwa kubera yaringaho, ubwa mbere, uhereye mu ntango. Nico yiyumviye. [Mwene Data Branhamaracapa ibigereranyo ku kibaho—Umw.]

None rero haciye haba iki ? YashizeAdamu na Eva hano kw'isi, ica iravuga iti : « Nimugwire mwuzureisi. » Imibiri yabo yari irambaraye ngaho, n'ahanyu ho kurya mugakoraimibiri yanyu. Ubwo nibwo buryo yarifise bwokubikora.

122 Ariko icaha caraje kirahagarika umugambiwayo. Cabandanije kizunguruka, kwa kundi nyene, igihe carabandanije.

Ariko none n'iki Yesu yakoze ? Imanayaramanutse hanyuma irigaragaza Yo ubwayo mw'ishusho y'Umuntu, ikiremwamuntu ; atanga Ubuzima bwiwe, aho yogumye ngaha. Aho yari Umwami arikoyaritanze We ubwiwe kugira acungure abandi. Murabitahuye ?

Kandi igihe vyose biba vyaherahejwe, aho rerobica bikwegerwa inyuma, intumbero y'Imana ikaba iherahejwe. Ng'uwo Umwamiahoraho kandi ari kumwe n'abiwe bahoraho, yigaragaje mu mubiri w'umuntu, nezana neza nka kumwe yarawufise ; icaha cakuweho, umugwanizi yakuweho ;ubu vyose vyarangiye.

123 N'igiki kizobikora ? Iyi si ntishoborakuba ikibanza ico ijuru ryohagararako ubu. Nimuyirabe, icaha. Izotegerezwagutyororwa.

Nta mugabo, nta muntu, nta mugore, umuhungu,umukobwa, sinitayeho uwo yoba ari, akwiriye kuja ku gicaniro, canke mberekwivuga kwari Umukristo, atujujwe Mpwemu Yera, nta burenganzira mufise kungaburo Yera, canke isangira iryo ari ryo ryose, ukozanya ibirenge, cankeikintu na kimwe, gushika mumaze kwezwa n'Umucanwa Wera w'Imana.

Nta mugabo afise uburenganzira bwo kuvugaubutumwa, kiretse warahuye na Yo, nka kurya kwa Mose, hariya kw'isi nyeranda,ya Nkingi y'Umuriro imanitse hariya, aho amenyera aho ari. Murabona ?

124 Raba neza uko, ukuntu tubandanya. Inyumay'umubatizo w'Umuriro w'isi, imigera yose yarakuweho, bituma iba ikibanzakibereye Ijuru kuba ngaha kw'isi.

Ikigereranyo, c'uno munsi, co kwicara ahantuho mw'Ijuru muri Kristo Yesu ; tuvuye mur'uku gucafura nk'uko wa mugoremuto yarameze, tuja mu kuba imero y'Imana yagaragajwe. « Ubu turi abanab'Imana, » si tuzoba. Turi imero z'ivyiyumviro vy'Imana. Murabona ?

125 Ubu rero muravuga muti : « Emwe,raba uyu muherezi. Mbega ntiyari umwana w'Imana ? » Vyaremeje koatari we. Ntiyari ashoboye kumenya iki ? Yoba yaravuze ati :« Ndizera Bibiliya » ? Ata nkeka. Ariko ntiyari ashoboye kumenyaIjambo ryagaragajwe ry'igihe. Yarafise gusa ubumenyi bw'ivyo mu bwenge akuye kumugwi kanaka wari wabayeho imbere yiwe.

Nico kimwe n'uno munsi ! Murabona ?Ndazi ivyo biragumye, ariko n'Ukuri.

Hariho Ijambo, nk'uko vyavuzwe neza na neza kubw'icogihe ; kandi we, naho yari umunyabwenge, akaba yari n'umuntu rurangiranwa,ariko ntiyashoboye kurimenya. Kuber'iki ? Ntaco bitwaye ukwo kwose yobayar'incabwenge, ikintu kanaka nk'ico, aguma adafise ikimuserukira c'ukumenywaimbere y'igihe. Murabona ?

Abatoranijwe gusa nibo gusa babikora ;nabo gusa bashobora kuba. Kandi mushobora gusa kubikora… Kubera, raba, biremezaukumenywa imbere y'igihe. Kubera, namba mwararonse Ubuzima Budashira,mutegerezwa kuba mwari igice c'Imana ibihe vyose, Kuko ni Yo gusa ihoraho.Murabibona ? Oo, bagenzi ! Nimuvyiyumvire.

126 Ubu rero nimurabe ibiba mur'iyi Nganjiy'Imyaka Igihumbi ihambaye. Icaha cakuweho burundu, Inganyi y'Imyaka Igihumbiubu yafashe ikibanza, ubu rero n'igihe aho Mpwemu Yera afata ikibanza ciwe.

Neza na neza nk'uko yakoze muri twebwe,« kuva mu rupfu uja mu Buzima, » kuba ahantu ho mw'Ijuru muri Kristo,mu Kubaho kwiwe kw'ubwiza. Mbere n'urupfu rw'umubiri ruzokurwaho icogihe ; neza na neza nk'uko urupfu rwa mpwemu rwakuweho ubu.

Nta kintu nk'ico c'urupfu rwa mpwemu kibahoubu, ku u—ku u—wera w'Imana yabatijwe. « Naho yoba yarapfuye, azokwongerakubaho. Uwuriho anyizera ntazokwigera apfa. » Icagezwe cose,kitegerezwa gushitswa. Murabona ? Ntimushobora gupfa. Mwararonse UbuzimaBudashira. Ikintu kimwe gusa, Umucunguzi yabatumye mubimenya. Kandi mwari ibihevyose ukwo, kandi nico gituma mubona umunsi muriko murabamwo. Ni bangahebabibona ? Duza ikiganza cawe. Murabona ? Murakoze. Murakoze ?Umunsi turiko turabamwo, murawumenya.

127 Rero, Abametodiste baravuga bati :« Iyo usemereye, uba umuronse. » Benshi muri bo barasemererabatamuronse.

Abapentekoti baravuga bati : « Iyouvuze mu ndimi, uba umuronse. » Benshi baravuga mu ndimi, batamuronse.

Raba ukuntu, ubwoko bwose bw'amashusho aboBafarisayo bari bafise, ariko igihe Ijambo ryagirwa irigaragajwe, ntibarimenye.Murabona ? Murabona ?

Kandi namba muri Umugeni, Umugeni n'igicec'Umugabo. Kandi namba…Ahantu hamwe gusa muzobimenyera, ni mukumenya igiceikihe c'Umugabo (iryo Jambo) muri, canke ntimushobora kumenya kuba Umugeni. Nibangabe ibi babibona ? Murabona ? Murabona ? Mutegerezwa kumenyauruhagararo rwanyu.

128 Ntimushoboye kumenya ivy'uwundi muntu kanaka.Vyari kugenda gute iyo—iyo—iyo—iyo Yesu yari kuza afise Ubutumwa bwaMose ? Ntibwari gukora ? Murabona, cari igihe gitandukanye, bwariubuvugishwa butandukanye, igice gitandukanye c'Ijambo categerezwa gushitswangaho. Bari mu wundi munsi w'iyinga. Oya, igikorwa co ku munsi wa kabirintigishobora gukorwa ku munsi wa gatatu. Ico ku munsi wa gatatu gitegerezwagukorwa ku munsi wa gatatu. Murabona ? Ico ku munsi wa gatandatugitegerezwa kuba igikorwa co ku munsi wa gatandatu. Murabona ?

Kandi bo, baribamenya : « Oo, Mose, turafise Mose. »

Aravuga ati : « Iyaba Mose mwaramumenye,mwari kumenya, kuko yavuze kuri Jewe. 'Umwami Imana yanyu izohagurutsaumuvugishwa ameze nkanje.' » Mwafashe ico ciyumviro ? Oo,bagenzi ! Murabona ?

Hanyuma Yesu aravuga, muri Yohana 14 :« Igihe We, Mpwemu Yera, yaza, azozana ibi bintu mu vyiyumviro vyanyu,murabona, abereke umunsi muriko murabamwo. Kandi ikindi kintu muzomumenyeramwo,azobereka ibintu bizoba, » murabona, murabona, twasubiye ku buvugishwakandi, « ni yaza. » Murabona ?

129 Mw'Isi Nshasha n'Ijuru Rishasha,ntihazokwigera hiraburirana kandi, igihe iyi Si izoza. Satani azobohwa… Satani,ubu aracidegemvya ; n'umurezi. Ariko mw'Isi Nshasha, azobohwa atererwe muKiyaga c'Umuriro, mur'uyu Muriro mweranda.

130 Hanyuma, mur'iyi Si Nshasha, ubu rero rekatubirabe iminota mikeya. Mur'iyi Si Nshasha, ibirere ntibizongerakwiraburirana ; oya, ivyo vyavuye ku muvumo, murabona. Ntibizongerakwirabuzwa n'ibicu vyashavuye. Imiyaga ntizongera guhuhuta kuri yo n'uku. Oya. Ntuzokwigera urandura ibiti,kandi ugurura amazu, canke ucuranguza ibintu. Umuravyo n'uburake ntibizongerakudududubiza biva kuri Satani bija hariya, bikica umuntu ariko aritambukirakw'ibarabara, canke bigaturira inyubakwa. Murabona ? Oya, oyantibizongera. Nta imiyaga izokwongera kubaho ikwira hose, canke ibihuhusi n'ibivumbuzi,bigurura amazu, bikica abana bato, n'ibindi. Egome, ntibizongera kuba.Bigerageza gusambura, ntibizobayo. Satani yakuweho.

Iyaba dufise umwanya mur'aka kanya. Ndikonasimba Ivyanditswe mur'aka kanya, rero ntituza guteba cane. Ntegerezwagusengera abagwaye.

131 Ijuru n'isi vyahuye ; Imana n'umuntubumvikanishijwe. Ukugarukanwa kwa Eden kwatanguye ; murabona, umuvumo wosewakuweho.

Neza na neza nk'uko umuvumo wose w'icahawakuweho igihe Mpwemu Yera yakwemera. Murabona, ntumwemera ; arakwemera,murabona, kubera ari imero y'Imana. Murabona, namba ari Mpwemu Yera, bisigurako ari Mpwemu w'Imana ; kandi n'imero, iciyumviro c'Imana, carakwemeyekubera wari watoranirijwe iyo ntumbero. Murabona ? Naho bir'uko, wavukiyemu caha ; ariko Imana yari ifise iyo mero, kandi ngaha warigaragaje weweubwawe hano kw'isi, aca araza arakwakira. Murabona, wasubiye ngaha ; ahaniho iwanyu. Murabona ? Murabona, icaha catakaje ubushobozi bwaco. Ukwon'ukuri. Agashako k'icaha kamaze kuva mu mutima wawe, igihe Mpwemu Yerayinjiye. Uri umuntu yagarukanywe.

132 Kandi rero igihe isi igarukanwe, biciye kurica kintu nyene, nta muvumo wokwongera kuhaba, nta bihuhusi, nta miyaga, ntabivumbuzi—ibivumbuzi, ahubwo. Mwasubijwe hamwe ; umuntu n'Imana bahuye.Isi Nshasha izokwambikwa ubwiza bwayo bwa Eden kandi. Isi Nshasha izokwisanza,inyuma y'umubatizo w'Umuriro.

Nimwiyumvire rero, izofatwa n'umuriro iceitokombera. Ibiyigize bizosha bituriwe na—n'ubushuhe bwinshi. Ibikorwa vyosemw'isi bizosha. Amazi yose azokwasana ; azosha hanyuma aturike. Ibirungabizoturika, hanyuma ibizuku bishushe biturira bigurukire ku mamayili ibihumbin'ibihumbi uja mu kirere. Buri kagera… Mpwemu Yera w'Imana azohanagura burigace kose k'icaha cose n'ibintu vyose. Amadayimoni yose azobohwa atererwe muKiyaga caka Umuriro, Umuriro utongongora, Umuriro w'uburake bw'Imana.

133 Nta gikoko kizoba kiriyo ngo kibatatabagurekandi. Muriko muragendagenda mw'ibarabara, mu turima tw'amashurwe, nta nzokaizoba iriyo ibavugiriza uruhwa ikabakomora, n'uburozi bw'ubumara bwayo.

Oo,bagenzi ! Mbega ntibizoba ari vyiza cane ? Nimwumvirize. Nta n'umwewo mur'iyo Si Nshasha, nta kaburi gatoya kateyeko utwatsi dusa n'umuhondokazobaho, nk'imva ; ivyo ntibizoba biriyo hariya.

Umuntu n'Imana barunze ubumwe ; Umukwen'Umugeni. Amajuru n'Isi vyarahoberanye ; Imana yaramanutse mu bantu.Ihema ryayo iri kumwe nabo.

Nta caha kizokwongera kubaho, nta mubabaro.Nta ryosozi rizokwigera rikoroka ku kw'itama ry'umumama, aririra umwana wiwe.Amen. Ntirizobaho, kur'iyo Si Nshasha. Oya. Yaracunguwe. N'iyiwe, n'abiwebacunguriwe muri yo. Murabona ?

134 Kandi nimurabe, muri igice c'iyo si. Mbegaukwo n'ukuri ? Kandi igihe yagucungura, yacunguye isi ikoresheje ca kintunyene, rero muri kumwe kandi. Oo, es'ukuntu bishobora kuba ar'ibitomoretseneza. Murabona ? Utegerezwa kuba waracunguwe kuber'uri igice cayo. Kandinamba Amaraso atakorokeye kuri wewe, nturacungurwa ; ntiwahamagawe.Hanyuma irayeza ; ico nica kintu nyene ikora mu Muriro. Mbere naho Amarasoyayikorokeyeko, itegerezwa kwezeshwa Umuriro, ukwo n'ukuri, kubw'ikibanza cokubamwo c'Imana.

Imanayaramaze gufata ikibanza cayo co kubamwo, mu buryo bukomeye. Ubwami bw'Imanaburi mw'isi mur'aka kanya, mu mitima z'abera bayo. N'imero zayo yatanguyemw'itanguriro. Ubu imero zayo zacunguwe. Irindiriye iki ? Gucungura isi,kugira ishire imero zayo kuri yo, ishitse neza na neza umugambi wayo wateguweimbere y'igihe. Murabibona ?

135 Raba neza, nta mva, nta gukorora amosozi,kuzongera kubaho, nta gusesa amaraso kuzongera kubaho. Isi ntizokwongerakutoteshwa n'amosozi canke n'amaraso. Oya. Nta ntambara zizokongera kubaho.Oya. Nta bicu vyo mu mpeshi. Nta rubura rukanye ruzoba kuri yo ;ntiruzosubira kurundana ngaho kuri yo. Izuba rishushe ntirizokwongera ryigerariturira ivyatsi vyayo. Aleluya ! N'ubugaragwa buzoshurika amashurwe.« Bwa bugaragwa bwa kera, bwumagaye buzoshurika amashurwe, umunsi umwe, nk'ishurwe, »Imana niko yavuze ; igihe izocungurwa. Igihe ironge umubatizo wayow'Umucanwa. Hariho ubwoko bwose bw'ibifashi n'ibimata n'ibindi vyose birihoubu, ariko yararonse umubatizo w'Umuriro uriko uraza.

Nk'uko umuntu yarameze, igihe yaragifiseugwanko, ububi n'imitongano muri we ; igihe umubatizo w'Umucanwa uje,uratyorora. Nta shari ryongera kubaho, nta kindi kintu na kimwe ; ni nezana neza mu buryo ntayegayezwa ikibanza co kubamwo c'Imana. Kandi, mwibuke,n'abaserukizi biwe bazomusanganira hariya hakurya. Amen ! Oo, mbega…

136 Iyo ntabwo ar'inkuru gusa ; ukwon'Ukuri. Ivyo nivyo Imana yavuze. Ivyo nivyo yasezeranye. Nivyo Umugeni ajamwo.Yavuze ati : « Mbere n'ubugaragwa buzoshurika, bube amashurwe. »

Satani, icaha, n'abanyavyaha, vyarakuweho,ibihe vyose. Vyose vyaraheze ; vyayongobereje mu Bihe Bidashira. Kandiivyo vyose vyononekaye, wa mumarayika mukuru igihe kimwe yari ahagaze hariya,Satani, yakoze ivyo bibi vyose, azosangangurwa. Muribuka ko Bibiliya ivugaiti : « N'uwo mushaha utakora nk'uko yavuze kuzokora, n'uwo mushahaazowusangangura. »

Ariko, murabona, ntishobora kwisambura Youbwayo ngo igume ari Imana. Rero, iyo uwo mushaha ar'uw'isi, utegerezwakuzosangangurwa. Ariko namba ar'Uwahozeho, kumwe n'Imana, ntiwigeze utangura,kubera ur'igice c'Imana kandi udashobora gusangangurwa. Amen ! Mbegaikintu ciza ! Ese— Es'ukuntu ar'ivyo gushima, kw'Ishengero ryategerezwakubibona !

137 Abantu, ivyo vyose mwakoze biri ngaha. Ibinivyo ndiko ndagerageza kuvuga. Ndiko ndaheba bimwe muri vyo kubera ngombagusubira inyuma kur'ibi kandi.

138 Mbere n'ibi bintu, Satani, abanyavyaha,bizokurwaho, kubw'Ibihe Bidashira ; ntibizongera kuboneka. Vyose…Murabona,Satani ntashoboye kurema. Iyaba abishobora, yoba ari Imana. Murabona ?Arashoboye gusa kwonona icaremwe. Murabona ? Kandi ukwononekara kwose,ukwonona kwose kuzokurwaho. Kandi urupfu n'ubuzima bwononekaye ; kandi iyoukwononekara kwaheze, aho ntihashobora kuba urupfu kandi. Imyaka y'ubusaza n'ikimenyetsoc'urupfu ; kandi iyo imyaka y'ubusaza yakuweho, ubuzima buca bwinjira.Ibimenyetso vyose vy'ukwononekara n'ibindi vyose vyarangiye. Amahwa n'ibitovun'ikimenyetso c'icaha, « isi izovumanwa na vyo, » kandibizorangirana. Ingwara yaje, biciye kuri kwo ; izorangirana na kwo. Urupfuruzorangirana na kwo. Uguseswa kw'amaraso kuzorangirana na kwo.

139 Nta kintu na kimwe kizokwigera gikora kur'iyosi atari ukwera, abacunguwe. Oo, bagenzi ! Egome. Oo, koko niyumva neza.Imana, n'ivyaremwe vyayo ; n'ibiremwa vyayo vy'iryo remwa vyaracunguwen'Amaraso yiwe bwite. Bityorowe na rwa rukurikirane rwo gutyorora kwayobwite ; urukurikirane rwica imigera, rwica icaha !

Ni nka kurya ikintu cose kiba cakuwekoimigera, ugukuraho imigera kwiza cane twoba twarigeze kuronka kwabaye umuriro.Urashobora gufata ikintu ico ari coc ose ukacoza n'isabuni hamwe n'iyi mitiyose bavuga, kiguma kitidegemva. Ari sha nugiturire rimwe gusa !

140 Kandi igihe Umuriro wera w'Imana ukuyeimigera kw'isi ukoresheje Umuti ; Yari yaduganye Umugeni wiwe, uwushoborakwinjirana mw'Ijuru na We, mu gihe ivyo biriko birabandanya. Hanyuma akongerakugaruka kw'isi, Ijuru Rishasha n'Isi Nshasha. Impeshi ikanye ntigashoborakuhababaza. Ici rishushe ntirishobora kuhababaza. Ubugaragwa buzoshurikaamashurwe. Icaha n'abanyavyaha bakuweho.

Imana hamwe n'ibiremwa n'ivyaremwe vyayo,biba hamwe mu kwumvikana gutunganye. Nka kurya amajuru n'isi ari umugabon'umugore, niko Kristo n'Ishengero bari, kandi vyose bihurira mu mugambiw'icungura w'ubwiza buhambaye bigaca vyongera kujanwa mu gikiriza c'Imanakandi. Murabibona ?

141 Kandi, mw'Isi Nshasha, hariho IgisagaraGishasha. Oo, bagenzi ! Uburero nimwumvirize neza. Ibi ntimuvyibagire. KoYesu yavuze, muri Yohana 14, ko yogiye gutegura. « Ntimuhagarike imitimayanyu. » Igihe yariko aragenda, yaravuze ati : « Birakenewe kongenda. Mwarizeye Imana, nanje nimunyizere.» Ntibashobora kubona ko yariImana. Aravuga ati : « Mwarizeye Imana, ubu naho nimunyizere. Kandingiye kubategurira Ikibanza. Mu Nzu kwa Data hari amazu menshi ; mu Bwamibwa Data hari ibirimba vyinshi. » Kristo niyo ari, ariko arubaka iyoYerusalemu Nshasha kano kanya. Ubu rero nimwumvirize neza. Ntimunyiganyige.Oya, ntimubihushe. Kristo ari mw'Ijuru, uno munsi, ategura Yerusalemu Nshasha.

142 Neza na neza nka kurya Imana yaremye isi muminsi itandatu, igakora isi mu minsi itandatu, canke imyaka ibihumbi bitandatu.Nka kumwe yavuga ati : « Ntimube ibitazi, » tusoma mu Vyanditsweko « imyaka igihumbi ari umunsi umwe. »

Kandi Kristo yaragiye ariko arateguraIkibanza, ukwubakwa kwaco kumaze imyaka ibihumbi n'ibihumbi, aduteguruririraIkibanza. « Kandi ngiye kubategurira Ikibanza, nzokwongera kugaruka,ndabatore ; kugira ngo ahondi hose, namwe abe ariho muba. » Raba nezaUmucunguzi n'Abacunguwe !

143 Iyaba twari dufise umwanya mur'aka kanya.Nanditse hano, Salomo yavuze ati : « Uyu mukobwa,Umugeni. » Oo, dutegerezwa vy'ukuri kubiheba ; igihe carenze cane,murabona. Ndaza kwongera kubifata. « Igihe yagerageza kumuronka, arikoyari yararehejwe n'umuhungu w'Umwungere. » Bamwe biyumviye ko urwo rwobarwari ururirimbo yaririmvye. Oo, oya. Salomo yari intebe y'inganji ikomoka kuriDawidi, kw'isi, ariko yerekana ko ubwami bwategerezwa kuzokurwaho. Cariikigereranyo ca Kristo n'Umugeni. Murabona ?

144 Raba neza ivyo Yesu yavuze, muri Yohana 14rero : « Ngiye kubategurira Ikibanza. »

Oo, kizoba gisa n'iki ? Mwoba mwigezekuvyiyumvira none, Mugeni, ukwo kizoba gisa? Categuwe kandi cagezwe n'UmwubatsiKimana. Ico gisagara kizoba gisa gute ? Rero, tugomba tuvuge kur'ivyoiminota mikeya. Umwubatsi Kimana niwe yagiteguye, arakigera. Kandi nimurabe,yakigeresheje ibiganza vyoroshe, kubw'Umugeni wiwe w'umukundwa. Kizoba gisan'iki ?

Mwoshobora kwiyumvira umugabo yorongoraumugore, ashoboye, ukuntu yubaka buri kantu kose neza na neza ukwashaka, ivyoyoshima ? Amen.

145 Rero, Umwubatsi Kimana yarageze IgisagaraGishasha, aho azoba ari kumwe n'Umugeni wiwe, neza na neza ukwo ashaka.Ntibitangaje kubona intumwa yavuze iti : « Ivy'ijisho ritigezekubona, ugutwi kutigeze kwumva, mbere bitigeze kwinjira mu mutimaw'umuntu. » Reka turabe ko twoshobora kugisuzuma akanya gatoya, turabe ukokizoba kimeze.

Umwubatsi Kimana yakigeze kubw'Abakundwabiwe. Murabona ? Oo, mbega gitegerezwa kuba ari ikibanza bwoko ki, igihe,Kamere Mana, Umwubatsi Kimana yakigereye imero z'Imana zamenywe imbere y'igihemu buryo Kimana n'Imana ya—Yo iri Umutanzi w'Ubugingo bw'Imana ! Icogisagara kizoba gisa gute ! Nimuvyiyumvireko.

146 Mwibuke, si mw'Ijuru. Yohana yavuzeati : « Nakibonye kimanuka kiva mw'Ijuru. » Gitegerezwa kuzobakw'isi. Murabona ?

Si iyi si izokurwaho ; n'isi yacunguwe.Imana ntiyavuze kwizohagurutsa urunganwe rushasha ; izocungura uru nyeneruri hano. Ntizohagurutsa urundi runganwe ; icungura urwo nyene ruza rurihano. Ntizorema iyindi si nshasha, ni iyi nyene iri ngaha. Izoyiturira,iyityorore, nk'uko yabagiriye. Umugambi wayo utegerezwa kwamaho ibihe vyose.Rero, nimurabe, izoba ar'iyi.

147 Mwibuke, ntikizoba ari Ijuru. « Kimanukakiva mw'Ijuru. » N'Ikibanza co kubamwo, Ikibanza co kubamwo, kugira ahabe.Nka kurya kwa Yohana, mu kizinga ca Patimosi, aha mu Vyahishuriwe 21, yakibonye« kimanuka. » Yohana yabonye Igisagara, « kimanuka kivamw'Ijuru, » nk'inuma, nk'uko yakibonye.

Imana yaraje, kw'ihema ryayo ryo kw'isi,Yesu, mu… « imanutse ivuye mw'Ijuru. » Yesu yarabatijwe, acaagenda ubwo nyene…

Igihe yahura n'umuvugishwa !« Ijambo riza ku muvugishwa. » Na We yari Ijambo. Kandi

umuvugishwayarahagaze ngaho, ahakana amadini yabo yose, n'ibindi vyose. Kandi igihe yabonaIjambo, Ijambo ryaje neza na neza kuri we.

Kandi umuvugishwa vyaramubabaje cane, aravugaati : « Narinkeneye kubatizwa na We. Kuber'iki uje kurijewe ? »

Aravuga ati : « Pfa kubireka uko,kuko ari vyo bidukwiye (turazi ubutumwa) gushitsa ukugororoka kwose.Nd'ikimazi ; gitegerezwa kwozwa. » Yaramuretse arapfa kubikora.

148 Igihe yava mu mazi, yaravuze ati :« Nabonye Ijuru ryugurutse. » Umuvugishwa yarabibonye. Yabonye Ijururyugurutse.

Haca haza, ishusho isa n'inuma, imanuka ivamw'Ijuru ; hanyuma ijwi riravuga riti : « Iki n'igice canjec'isi nacunguye, kandi mpereye kur'iki gice c'isi nzocungura isi yose isigaye,kuko n'Ijambo ryanje ryagaragajwe. » « Kandi isi yose, naravuzeirabaho biciye kw'Ijambo ryanje, » Abaheburayo 11. « Kandi Sataniyari yarayifashe iki gihe cose, ariko nazanwe no kuyicungura. Rero igice kininicayo cakoze umubiri wayo, kandi nzanywe no kuba muri Yo. »

149 Yohana yavuze ati : « NabonyeIgisagara cera, Yerusalemu Nshasha yururuka iva mw'Ijuru, nk'Umugeniasharirijwe Umugabo wiwe. » None cashiye gihagarara hehe ? Neza naneza nk'uko cabigize hariya ; kw'isi.

Yesu yari igice c'iyo si iyo Mpwemu Yerayamanutseko, (sivyo ?) hanyuma aguma kuri We ibihe vyose. Ntiyigeraashobora kumuvako. Yama ari ngaho. We n'Imana n'Umwe. Ibihe vyose ategerezwakugumaho !

Rero niho Yohana yabona Igisagara cera,Yerusalemu Nshasha, imanuka nk'ikinyenyeri, canke i—inuma, imanuka ivamw'Ijuru, ihagarara kw'isi yose, yacunguwe, (gukora iki) kugira avugire burimero yose yakoreye isi. Buri muntu wese yaserukiwe mu Bihe bidashira, na burimugore, yaracunguwe ico gihe. Yararabuwe kandi iraturirwa n'Umucanwa.

Yesu, mu bigeragezo vyiwe bikaze ari mubugararwa, kumara iminsi mirongine. Inyuma y'ivyo, raba neza, yari yiteguyekubw'igikorwa c'ibango ciwe aho rero.

150 Nimuvyiyumvireko, Mpwemu Yera yaramanutsekw'isi, Yesu, n'Amaraso yera ! Ubu rero nimwihweze, ndizera ko ntarikondinjira mu bintu mudatahura, murabona. Amaraso yera yaremwe n'Imana ;Amaraso, Ubuzima, ikiremwa c'Imana. « Yesu yari intango y'ivyaremwen'Imana. » Oo ! Murabibona ? Imana, yagizwe icaremwe. YariImpwemu. Bibiliya ivuga iti : « Ni We ntango y'ivyaremwen'Imana. » Yatanguye gute ? Mu nda y'umugore. Iyo nayo n'iyahe ?Umugore si…

Ni nka kumwe abantu b'impumyi badashoborakubona « uruvyaro » rw'inzoka ngaha nyene. Murabona ? Evayashizwe hano kw'isi, kandi, imbere yuko Satani amukorako, canke ikindi kintucose, Imana yari yavuze iti : « Mugwire mwuzure isi. » Ukwon'ukuri, ariko Satani aca arinjira ngaha. Kandi iyaba uyo yari umuhungu waAdamu, aho rero…

Adamu yari uwukomoka ku Mana ata wuciyehagati. Kandi mufata gusa kamere k'umuvyeyi wanyu.

Kandi igihe uvutse ubwa kabiri, ufata kamerek'Umuvyeyi wawe, wo mw'Ijuru. Kandi Umuvyeyi wawe wo mw'Ijuru n'imero y'Ijambo…Ahubwo, Ijambo n'imero y'Umuvyeyi wawe. None gute woshobora gurihakana, kuberaidini ? Oo, bagenzi ! Ndizera kw'ibi mutabihushije. Ndazi ko biva ku Mana.

151 Yesu. Ng'uyu araje, amanuka ; kandihariho Yesu, imero y'Imana.

Ubu rero, « umugore, » we.Nimwihweze. Imana yavuze iti : « Kubera bakoze ivyo, »iravuga iti : « Nzoshira inyankane hagati y'Imbuto yawe n'imbutoy'inzoka. » Nivyo ? Kandi umugore nta mbuto afise. Mbega mwarigezekuvyiyumvirako ? Afise umurima, s'urubuto. Murabona, inzoka yari yamazegushirayo « urubuto » rwayo.

Rero, namba uwo mugore adafise urubuto,yategerezwa kugumaho kugira aronke Uruvyaro.

152 Murabona, biciye mu guhuza ibitsina ngaha,kwavuye kuri Satani, inzoka, iyo nayo ntiyari iyikwega hasi, yar'ifise amaguru,yaratakaje amaguru yayo. Yari iciye ubwenge cane, igikoko kimwe gusacashobora —cashobora gufatana n'umugore.

Urubutorw'igikoko ntiruzobikora, canke ikindi kintu cose. Baragerageje.Ntibizoshoboka. Murabona, urubuto rw'ubuzima ruva mu kigabo ntirwinjira mumugore. Ntiruzokwigera rubikora.

153 Ariko icocari co kintu cegereye cane. Murabona, ntibashobora kuronka ubwoko bw'igikokoburi hagati y'inguge n'umuntu. Murabona, kimwe cose, ukwo bitera biva kuri gitobija kuri kinini, uhereye ku nyoni, ukaduga gushika ku nkende, n'ibindin'ibindi, ugashika ku nguge, aho rero hariho «icatakaye. » Yari inzoka,atari iyi nzoka; yaratakaje ishusho yayo yose, kubera yavumwe.

Rero,Imana ntiyavumye Adamu ; yari guca aba ukwo nyene, ariko yavumye isi,« amahwa n'ibitovu.»

Ntiyavumye Eva, ariko yavuze ko Adamu yobaye « umutware » wiwe. Guhera ico gihe,ntagerageza kuvuga ubutumwa canke ikindi kintu, Adamu niwe mutware wiwe.« Kandi imyaka yose y'ubuzima bwawe, no mu mubabaro, uzovyara a…ubuzimamw'isi. » Ariko yavuze ati : « Nzoshira inyankane hagatiy'Imbuto… »

Rero, nta mbuto n'imwe yarafise, ntiyigezeayigira, rero, yategerezwa kuronka Imbuto mu nzira kanaka. Imana yamuhayeImbuto, bidaciye ku guhuza ibitsina, ariko biciye mu kurema.

Mbega bantu b'impumyi, mwoshobora kubona kourwo ari « uruvyaro » rw'inzoka ? Oo, bagenzi ! Sataniyashitse ngaho imbere ya Adamu ; urwo rwari « urubuto. »

Ariko yararonse Uruvyaro. N'urwahe ?Imana Yo ubwayo. « Yari intango y'ivyaremwe n'Imana. »

154 Ubu rero nimurabe igihe Seti yavuka, ahubwoAbel, yari umuntu w'umugororotsi, ava kuri se. Na Seti nico kimwe.

Mbega uwo muhungu w'umunyakibi yavuyehehe ; umwicanyi, umubenshi ? Murabona, murabona aho yavuye ?Rutegerezwa kuba ari « urubuto, » kubera yari urubuto ; Kayiniyari umuntu.

Oo, ba bantu b'impumyi bari hehe ?« Imana y'iyi si yarabahumishije. » Emwe, nta gitangaje, kubona Yesuyavuze ko ata muntu n'umwe ashobora kubibona. Murabona ? Muravugamuti : « Kubera iki batabibona ? »

Yesu yabwiye igihe kimwe, abigishwa biwe,ati : « Kumenya Ubwami bw'Imana mwarabihawe, ariko bontibabihawe. »

155 Kandi n'ico gituma muva ku mamayili kwadaratoigihumbi n'amajana atanu, murabona : « Mwarahawe kumenyaUbwami. » Nimurabe, abantu bava mbere no muri Afurika y'Epfo na hirya nohino, iyi saha yegereje cane aho Umugeni ariko arategurwa kugira aje mu Bwami.Nta mwanya ukwiye mfise. Raba neza. Nimwihweze neza rero, murabona.

Ubu rero murashobora kubona« uruvyaro » rw'inzoka ngaha, murabona yabikoze ? Biratunganye,murabona. Rero bamwe muri bo bavuga…

Rero, nka wa mugabo wo muri Tucson uwundimunsi, yagerageje…Ahaa, arashobora kuzokwumviriza iyi bande. Ariko, namba arivyo, mugabo, ngomba ndakubwire ikintu kanaka.

Igihe yavuga ati : « Evayavuze, » ngw'aha aho bageze, « Nironkeye Umwana avuye k'Uhoraho,canke umuntu avuye k'Uhoraho. » Erega, n'ivy'ukuri. Imana irafise itegeko.

156 Nimurabe, ufashe urubuto ukarutera aha mumurima, ahari ingano, ugatera imikere ngaho. Ntaco bitwaye, ukwo ryoba ari ryazuba nyene, na ya mvura nyene, bizozana rwa rubuto mu buzima. Imana irafiseitegeko, kandi iryo tegeko ntirishobora kurengwa.

Ntaco bitwaye namba yoba ari u—namba yoba ariu…umugore mubi cane mu gisagara n'umugabo mubi cane, kandi batubakanye,n'ibindi, hamwe bogira ico kintu, bakabana, hanyuma bakavyara umwana ; uwomwana yotegerezwa kuza biciye kw'itegeko ry'Imana, kubera ata bundi buryoburiho. Utabikoze uko, uba ugize Satani umuremyi, kandi rero aba ari imana. Oo,es'ukuntu mushobora kuba impumyi ! Murabona, itegeko ry'Imana, nivy'ukuri.

157 Namba warigeze kuronka umwana, ntaco bitwayenamba yoba ari Esawu, Yakobo, uwo yoba yari wese, canke umuntu azwi nabi uwoari we wese, naho yoba Yuda, yategerezwa kuza biciye ku Mana. Imana irafiseitegeko.

Bibiliya ivuga iti : « Izubaryakira abagororotsi n'abagabitanya ; imvura igwa ku bagororotsin'abagab-… » Abaheburayo ikigabane ca 6, havuga hati :« I—imvura iza kw'isi, kugira iyivomere, kandi iyitegure kuvyo yarimiwe,murazi, kugira izane ibifungurwa ; ariko amahwa n'ibitovu bibeshwaho n'ayomazi nyene, wa muco w'izuba nyene. » Kuko ari itegeko ry'Imana, kweza burirubuto, gutuma buri rubuto rwirondoka.

Rero,yategerezwa kuvyara « uruvyaro » rw'inzoka. Kandi ntivyigeze—ntivyigezebitangira Imana; vyashikije umugambi wayo wuzuye, vyayigize Umucunguzi. Burimpumyi yategerezwa n'imiburiburi kubona ivyo, kiretse binyegejwe. «Imana y'isi»yarabibanyegeje. Biratomoye cane nk'ikintu ico ari coc ose woshobora kubona. Ngw'ivyorero. Ng'urwo «uruvyaro» rwanyu rw'inzoka. Ubu rero nimurabe neza. Ariko, «Yesuyari intango y'ivyaremwe n'Imana.»

158 None uwomugore yakoze iki? Igihe akagera kavuye mu gitsina-gabo. None ibi murabihakana?Umugore nta buzima afise muri we, na gatoya. Afise gusa akagi gatoya, ako nakon'umurima uri ngaho.

Nka kurya mwofata umurima mukawucamwoamasemo, hanyuma—hanyuma mukawupompa,

mugapompa buri migera iri kuri wo.Hanyuma ntihabe—ntihabe n'akatsi gashobora kumera muri wo ; hanyumaukongera ugatabira ; ugateramwo imbuto kanaka nziza. Umwansi iyo ajeageteramwo izindi mbuto kanaka, rya tegeko ry'Imana nyene rizokweza izo mbutozose ukwo ari zibiri.

Emwe, Imana ntiyari ifise intumbero yuko ivyobiba, murabona. Ariko habaye iki ?

159 Murabona, intanga ziva mu kigabo nizo zitwarauduce tugize amaraso, na two n'amaraso. Mu maraso harimwo ubuzima. Kandi nambawarigeze…Naravyitegereje, mu kwimisha inka kuzo bidasangiye ubwoko no mu bindibimeze ukwo. Mwene Data Shakarian na jewe twarabibonye, abaganga n'abandi bose,bariko bigenda, abaganga. Murabona ? Hakaza intanga ivuye mu kigore, nayon'umugwi w'amagi. Hakaza intanga ivuye mu kigabo, nayo n'umugwi w'utugera.

Iki nta tugera twinshi gifise muri co. N'ikintu gusacavuye mu mugabo. Ukwo niko yabaye ngaho, ubwa mbere, kandi n'umurima gusa ari.Hariho igi ; rifise ahantu hamera kubw'ubwo buzima. Kandi ubwo buzimaburinjira bukinyengeteza. Hariho ibanga, ukuntu ivyo…

160 «Birashoboka, » muravuga muti : « Emwe, iya mbereniyo bihura. Izisigaye zirapfa. » Emwe, gute,ninde afata ingingo ? « Emwe, urwa mbere. » Mbega azoba arirurya ruri imbere ; igi rya mbere riri imbere n'agakera ka mbere ?Oya, oya.

Ritegerezwa kuba irigi rimwe ; hariyainyuma, inyuma, hagati mu ntanga, hazosohokamwo akagera gaca kaja guhura naryo. Birerekana ko ubwenge kanaka bufata ingingo namba aza kuba uw'umutweutukura, uw'umutwe wirabura ; namba aza kuba mutoya, munini ;umuhungu canke umukobwa. Murabona ? Ntimushobora, ntimushobora gukoraikindi kintu na kimwe kur'ivyo ; ntakizovamwo. Woshobora kuzivanganirizahamwe, n'ibindi vyose, nta tandukaniro na ritoya bizotanga. Imana irafataingingo kuri vyo. Hanyuma haciye akanya, akagera gatoya kazokwinyengetezamur'uwo murima, irigi. Agafise akameze nk'akarizo gatoya kuri ko, kizungagizahirya no hino ; gacitse, aho hagaca hatangurira uruti rw'umugongorw'umwana.

161 Umugore n'iki rero ? Nta mbuto afise.Afise umurima wakira imbuto. Rero i…

Murabona, umwansi yaragiye. Mu gihe wamubivyi mwiza yagenda abiba Imbuto nziza ; umwansi nawe yaje inyuma yiwe,abiba imbuto z'ubuhumvyi. « Ariko imvura igwa ku bagororotsin'abanyavyaha ; izuba. » Vyose bitegerezwa gukura.

Yesu yavuze ati : « Nimubirekebikurire hamwe. Kuri wa munsi bizohambirwa mu mikama, urwafu. » Kandi birikobirahambirwa mu mikama uno munsi, mu madini manini ; kuja mu mukamamunini, Inama nkuru y'Ubumwe bw'amashengero. Iherezo ryari irihe ?N'uguturirwa. Ariko urutete rutegerezwa kujanwa mu kigega. Murabona ?Hehe, ivyo bibiri vyose bibeshejweho n'ikintu kimwe, ya mazi nyene, ya mvuranyene.

162 Igiti c'ivyamwa, ari i—ari igiti c'umucungwe,kizotegerezwa kwama ; kizokwama kuri co, namba carometsweko, ipamperemusi.Kizokwama indimu. Kizokwama inzabibu. Murabona ? Ariko ntuzoba umucungwe,ariko kizoba kiriko kibeshwaho na bwa buzima nyene ubwo igiti c'umucungwekiriko kiratanga.

Amadini yarinjijwe mu Muzabibu. Kubera, nambabivuga kw'ari « Abakristo, » babeshwaho na vyo. Kayifa yari ;murazi ico yari, ariko naho biruko yaranavugishijwe. Murabona ? Murabona,babeshejweho navyo.

Oo, nari nipfuza ko tworonka indwi, kugiradushobore kwiga ibi bintu tubimare, kandi tubitomoye neza nti—ntimwoshoborakureka kubibona. Rero ndaza kureka bimwe mur'ibi bintu.

163 Ubu rero nimwihweze. Raba ya maboko yagezeivyo ku Mugeni wiwe w'Umukundwa, agera mu rukundo rwiyoroheje kubw'Umugeniwiwe.

Mwibuke ko Mpwemu Yera yamanutse kuri Yesu,uwo Yesu yari igice c'isi. Kuber'iki ? Akagera k'Imana, Ubuzima bw'Imana,bw'ubakiwe mu nda y'umugore (nivyo ?), na bwo bw'ari isi. Neza cane.Hanyuma Ubuzima bw'Imana bwarinjiye, rero, « Yari intango y'ivyaremwen'Imana. » Murabona ? Kandi ayo Maraso y'Imana, yari ngaho biciyekur'ako kagera ; igihe yaseswa i Kaluvariyo, akongera gukorokera kw'isi.Kuber'iki ? Kugira acungure isi. Ubu rero, yaratsindanishirijwe ;yarejejwe ; yarahamagawe, kandi irakomozwa ; ubu naho itegerezwaguronka umubatizo wayo w'Umucanwa, kugira ihumanurirwe Yesu n'Umugeni wiwe.

Kandi muri ivyo bindi bice vyakuwe mur'iyi si. Isi, muri igicec'isi ; umubiri wanyu. Umushaha wanyu n'igice c'Imana, imero y'Imana,yerekanywe ngaha kw'isi mu mubiri. Umubiri utegerezwa gucungurwa.

Rero, umushaha waracunguwe, kubera wari mu caha. Niho Imana yamanutse,iciye mu rukurikirane rw'ugutsindanishirizwa, ukwezwa, n'umubatizo wa MpwemuYera, ica icungura umushaha wawe.

164 Kandi mwebwe, nk'igice c'isi, yacunguwe biciye kur'ivyo. Muri mur'urworukurikirane mur'aka kanya. Bibandanyabikura. Imibiri yanyu yaratsindanishirijwe ku mubatizo wa Nowa. Amen !Kandi, umubiri wanyu,

igihe yakorokera ngaho. Kandi isi itegerezwa kwezwan'Umucanwa, ikibanza aho muzoba, mufise umubatizo wa Mpwemu Yera ;ikibanza co kubamwo ca Kristo n'Umugeni wiwe, Yerusalemu Mushasha.

165 Nimwihweze iki Gisagara ; isi, kufata ikibanza co kubamwo kw'isi.Ubu rero murashobora kubona mu buryo buramvuye nk'uko navuze, i…iri hinduka,isi itegerezwa guhindurwa. Ntishobora kuwuronka imeze uku. Ishengerontirishobora kugenda…Ahubwo, isi ntishobora kubandanya, inyuma y'Inganjiy'Imyaka Igihumbi, itabanje guhindurwa. Murabona ? Kugira igire ben'icoKibanza muri yo, izotegerezwa guhindurwa.

Neza na neza nk'uko dutegerezwa guhindurwa n'Umucanwa wiwe wera, kugiraireme imero kandi ikore ikibanza cayo ikwigwamwo muri twebwe ; n'ukuvuga, Mpwemu Yera.

166 Ubu rero nimurabe neza, hazoba hariho ivyumba vyinshi mw'Isi Nshasha.Egome. Murabona, ivyumba vyinshi ! Izogirwa nshasha, ukwo n'ukuri,n'Umucanwa, ariko ikiyaga ntikizokwongera kubaho. Raba neza, igisagara gipimaamamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu.

Ubu rero nimwumbirize neza cane mu gihe turiko turacapa zino ngerozitatu. Ngomba mfute ikibaho, akanya gatoya.

Ng'iyi impishuro yo mu bwina iva ku Mana. Aha, ndaza guhagarara gatoyangaha. Nta n'umwe mur'aba bandi…Abandi basigaye ndaza kubazana hano hejuru,Umwami niyabishaka.

167 Raba neza rero isi ira…Emwe, muzinguruye hariya mu Gitabuc'Ivyahishuriwe, murashobora kubona uko yagipimye akoresheje amatambwen'amasitadiyo. Ibihumbi bibiri n'amajana atatu…Rero ubu turabona ko i—icoGisagara capimwe, « amamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu. »

Murazi ukuntu ari kure aho ivyo bishobora gushika ? Narabipimye,iyi ndwi. Vyoshobora gushika muri Florida uvuye muri Maine, no kuva kur'uhanderw'ubuseruko rw'ikiyaga ugashika ku mamayili amajana atandatu, mu burengero bwaMississipi. Mu yandi majambo, igice ca Leta Zunze Ubumwe, ari Igisagara gusa.

Muravugamuti : « Nta kibanza kiriho. »

168 Igihe ikiyaga kizoba cakuweho, kizobaho, kukohafi ibice bine kuri bitanu vyayo biri mu mazi. Nivyo ? Uguturikakuzokamya ibiyaga, kuduze isi. Oo, bagenzi ! Mwibuke, amamayili kwadaratoigihumbi n'amajana atanu, mbega Igisagara ! Kandi, ariko, mwibuke, ikiyagakizoba cakuweho.

« Kandi ubwaguke n'uburebure bw'amajahejuru burangana. » Ivyo bica bituma gipima amamayili igihumbi n'amajanaatanu kur'uru ruhande, amamayili igihumbi n'amajana atanu kuri ruryaruhande ; amamayili igihumbi n'amajana atanu ; uburebure kugwizaubwaguke kugwiza uburebure bw'amaja hejuru. Amamayili igihumbi n'amajana atanu,nimuvyiyumvireko, inzahabu ibonerana. Kandi Igisagara cari gikikijwe n'uruhome.

169 Rero, rer'ivyo ntibica bisigura, mu kubabingana…Havugwa hati : « Kandi impome n'umushinge vyarangana, »ivyo ntibica bisigura ko ari ikibe canke ikwadarato. Har'iho iyindi shushangeroy'indondorabihugu, iyo ingero zayo ari zimwe, nayo ni umusonge. Ikwadarato,« gifise ishusho y'ikwadarato, » kandi impome zari zingana.

170 Reka ndagicape. Murabona : Uburebure,ubwaguke, uburebure bw'amaja hejuru. Tugomba twinjire mu kintu kanaka, n'ivy'ukurink'uko isi ar'iyo ukuri. Murabona ? Raba neza, ibipimo vy'izi mfuruka nineza na neza zimwe, zose, uburebure n'i—n'uburebure bw'amaja hejuru. Harihoiyindi ngero, umusonge, ivyemeza.

Ibi, bimeze mur'ubu buryo, vyokwishura nezana neza ikimenyetso ca Enoki muri Egiputa, umusonge. Sivyo ? Enoki, imbereya kwa guhonywa kw'imbere y'umwuzure, igihe ugutsindanishirizwa kwarikokurinjira, yaratanze ikimenyetso, kandi mur'uwo musonge hariho intambuko ndwiutera uja mu cumba c'umwami. Nimuhange amaso intambuko y'indwi, namba mwarigezekwiga ibipimo vy'imisonge, igisohoka hanze gutora uwuje, kugira kimushikirizeumwami. Nimwihweze neza nyene ico gikorwa ahagaze ngaho, muca mubona umunsimuriko mubamwo, mu musonge.

171 Rero, Imana yakoze Bibiliya zitatu. Rero,hariho inyigisho y'umusonge y'ubupfu, ariko hariho umusonge w'ukuri.Murabona ? Raba neza. Rero, Imana, Bibiliya ya mbere…Yakoze zitatu. Ibintu vyosebitegerezwa kuba muri bitatu.

Yesu aza incuro zitatu. Aza, ubwa mbere, gucungura Umugeni wiwe ;incuro ikurikira, gutora Umugeni wiwe ; incuro ikurikira, ari kumwen'Umugeni. Murabona ?

172 Ubu rero nimurabe neza ukuntu ari vyiza. Murabona ? Kandi mur'uyumusonge hariho intambuko ndwi, hanyuma icumba c'Umwami. Kandi turi mu gihec'ishengero c'indwi, imbere yuko Umwami afata Intebe y'Inganji yiwe. Kandimwibuke, umusonge ntiwigeze ugira ibuye ry'agasongero kuri wo.

173 Bibiliya ya mbere y'Imana yari mu kirere, ibimenyetso vy'inyenyeri,biratangura hanyuma bigaca mu

bihe vyose. Ica mbere, intango y'ibimenyetsoy'inyenyeri, n'isugi ; uko n'iko yaje, ubwa mbere. Ishusho ya nyuma mubimenyetso vy'inyenyeri ni Leo intambwe ; ukuza kwa kabiri. Imbere yaho,hariho ifi z'ibivyarwa, naco n'igihe ca kanseri ; ico turiko turabamwo unomunsi.

Hariho umusonge inyuma y'ivyo, Enoki,ubishingira intahe neza. Nta mwanya tworonka wo kuja muri vyo, ariko, umunsiumwe, dufashijwe n'Imana, nzobereka, neza na neza ncape urugezo rw'igihe turikoturabamwo. Murabona ?

Raba neza, ariko izi ngero z'indondorabihugudufise ubu, izo ibipimo bisa, ntizica zisigura ko gitegerezwa kuba i—ikibe.Raba neza, ivyo ntivyotanga inyishu ku vyo muri Egiputa…ahubwo ku kimenyetso caEnoki co muri Egiputa.

174 Mu gihe co guhumanurwa kw'isi, biciye kumubatizo wayo w'Umucanwa, hazobaho ibirunga, gushika aho iy'isi izokwasana, iceiduza hejuru Umusozi umeze nk'umusonge. Murabona ? Mbega ikibanza cagutseco kubikora ! Ibintu vyose bizohindurwa. Uburinganire bwose buzohindurwa.Muravyumva ? Izosohora Umusozi ufise ishusho y'umusonge.

175 Ibi vyohuza neza cane n'Ijambo, namba ar'ukobimeze, kandi bizohuza. Ubu rero, nimurabe neza, kuko, muri Yesaya 65:25, ahodusoma, yavuze :

Ntibizoryanacanke ngo bigire ico vyica ku musozi wanje wera iy' uva ukagera, ni k'Uhorahoagize.

Oo ! « Umusozi wanje werawose ! » Mwibuke, iminsi yose n' « Umusozi. »

Iyaba impome zari zigororotse kuva hasiugashitsa hejuru, Igisagara cari gutegerezwa gusa kubonwa urabiye hanze…ahubwourabiye imbere, Intebe y'Inganji yoshobora gusa kubonwa urabiye imbere ;ariko raba neza, yashobora gusa kubonwa urabiye imbere. Ariko ubu turabonaisezerano rya Yesaya 4:5. Reka turisome.

176 Muriko murihuta ? [Ikoraniro riravugariti : « Oya. »—Umw.] Oya, ntimwihutagize rero. Tu—tu—turi ku —kukintu c'umwihariko mur'aka kanya, u—umwanya mwinshi cane—mwinshi cane ku buryomutegerezwa gutahura aha nyene. Kuko, ngomba kubigira ibitomoretse. Kandihanyuma nitwongera kubijako, nzobereka aho rero aho turi—ivyo turiko turavuga,mu cigwa cacu kizokurikira kur'ibi, ku kindi gihe.

177 Oo, Umwami Yesu nashimwe ! Nimwihwezengaha, ukuntu Amajambo adaashobora kunanirwa. Ubu rero nimwihweze hano muriYesaya. Navyanditse hano, namba nshobora kwongera kubironka, rindira gatoya.Yesaya 4:5. Ubu rero nimwumvirize, ariko avuga Ukuza k'Umwami, uko abagorebobaye abanyangesombi cane. Oo, yavuze ati : « Abagore ndwi… »Nimwumvirize. Reka tubisome. Raba ngaha.

Uwo musi abakobga ndwi bazofata umugabo umwe,bamubgire, bati Tuzokwirira ivyo kurya vyacu, tuzokwiyambika impuzu zacu: kimwegusa, uduhe kukwitirirwa izina ryawe, nawe ududeturure.

Ico n'igihe ciherezo, aho turiko turabamur'aka kanya ; ukurongora, ukwahukana, n'ubusambanyi, n'ivyo ari vyovyose.

Uwo musi ishami ry'Uhoraho rizoba ryiza rifiseicubahiro; ivyo igihugu kizokwama bizoryohera abazoba barokotse bo muBisirayeli, bavyirate. (Es'ukuntu mwarokotse uko gucirwako iteka gukomeye!Murabona?)

Maz' uzobaasigaye i Siyoni, n'uzoba asigaye i Yerusalemu, umuntu wese yanditswe mubakiriho b'i Yerusalemu...(reka turabe)...b'i Yerusalemu, azokwitwa uwera,mbere n'uwo wese azoba yanditswe mu bazima i Yerusalemu, murabona:

(Umwami Imanaamaze kwuhagira imyanda abakobga b'i Siyoni ayirangije (mwibuke, abo iminsiyose n'Umugeni, murabona)...kand' amaze gukura kuri Yerusalemu amaraso y'abantu(abo n'amasigarira y'abayuda, uteranije n'Umugeni, murabona)...ayakujeh'impwemu y'amateka n'impwemu yo guturira...

Urwo rwamye ari urubanza rw'Imana, igihe acaurubanza rwa nyuma. Arabahamagara, akabatsindanishiriza, agaca abajana kugucungurwa ; hanyuma urubanza rwiwe rugaca ruseruka kuri mwebwe, MpwemuYera n'Umucanwa bigatyorora isi. Aho rero muba mur'abiwe.

Nico kimwe n'ico akorera isi, igiheayihumanuje Umuriro, « kandi biciye ku mpwemu y'uguturira. » Ubu reronimurabe. Mwumvirize ! Muriteguye ?

Kandi hejuru y'inzu yose yo ku musozi Siyonino ku makoraniro yaho Uhoraho azoharemera igicu n'umwotsi ku murango, no gucaibikeke kw'umuriro waka mw ijoro: kuko hejuru y'ubgiza bgose hazobah'igitwikira.

178 [Mwene Data Branham arashushanya kukibaho—Umw.] « Umwami, kur'uyo munsi, ku gasongero kaco, azorema Umurirow'Umuco wo kwaka ku murango. » Kandi harabandanya havuga hati :« Kizoba ari ubwugamo, uburuhukiro, ubuhungiro. » Raba neza, bitumaneza na neza imvugo ya Bibiliya iba iy'idomako. Impome zari zigororotse kuvahasi ugashitsa hejuru, ntimwari gushobora kukibona. Categerezwa

guhetama.« Umusozi wanje wera wose… » « Azorema uwo Muco hejuru kur'uyuMusozi, kandi rizoba ari ryo kwivuna » Oo, turaririmba ya ndirimbo :

Oo, kiryaGisagara ku Musozi Siyoni,

Nk'ingenzi,ariko nguma ndagikunda ;

Ubu nomur'ivyo bihe,

Igihe nzoshikakur'ico Gisagara hariya ku Musozi. (Murabona ?)

179 Raba neza, Umusozi Sinayi wari aho Imanayamanutse ku gasongero kawo, igihe yavugana n'Abisirayeli mu Nkingi y'Umuriro.Yamanutse ku gasongero k'umusozi, Umusozi Sinayi.

Ku Musozi w'Ugukayanganirakwo, igihe yavugaati : « Uyu n'Umwana wanje nkunda cane ; nimumwumvirize, »yamanutse mu Nkingi y'Umuco, umuco usayangana, ku gasongero ku musozi, imbereya Petero, Yakobo, na Yohana. Kandi ngaho, yari yaserukiwe n'abo babiri bose,Mose na Eliya ; uwajanwe, hamwe n'uwapfuye akazuka. Ubwiza !

180 Igisagara Gishasha hamwe n'Isi Nshasha ;ivyaremwe bishasha ; Igisagara kiri ku Gasozi, gifise Intebe y'Inganji kugasongero kaco. [Mwene Data Branham aracapa ibishushanyo ku kibaho mur'iyimirongo ikurikira mikeya—Umw.] Intebe y'Inganji iri hano hejuru, mugasongero ; hanyuma abahaba bari kuva hasi gushika hejuru, kur'uyu Musozi.

Kandi uruhome rugikikije, rufise imishingecumi n'ibiri. Kandi umwe wese muri yo warufise ka kabuye ko kugikiriza karimuri Aroni, ivyagereranya imiryango cumi n'ibiri ya Isirayeli.

Kandi mu marembo, bari bafise amarembo aneatumberejwe neza na neza nk'ingoro yari mu bugararwa, nka kurya ihema ryari mubugararwa. Raba neza buri rimwe ryose, ryari rifise—ryari rifise intumwa,zitatu kuri buri ruhande, intumwa cumi na zibiri. Umwe wese…Kandi kandi carigipima amatambwe ijana na mirongine n'ane y'amaja hejuru. Amatambwe ijana namirongine n'ane ni neza na neza intambwe amajana abiri na cumi na zitandatu,ivyo bituma rimwe ryose mur'ayo mabuye manini manini rihakwa kupima intambwemirongibiri z'igihagararo, igikingira igikiriza kur'iryo rembo, kigize urwo ruhomerwari rukikije Igisagara.

181 Rero co, ico Gisagara, nticari gihagaze kugasongero k'uruhome, kubera igisagara, amamayili igihumbi n'amajana atanu,nticoshobora gukora ivyo. N'uruhome ngaha winjiramwo, nka ya marembo yaYerusalemu ya kera. Winjira uciye mu ruhome, muri co.

Rimwe ryose muri yo, ryari rifiseamatanguriro cumi n'abiri, kandi rimwe ryose ryari rifise simaragido n'ayandimabuye atandukanye, ayagereranya imiryango cumi n'ibiri ya Isirayeli.

Kandi intumwa, imwe yose, kur'iryo rembo rinini,rikomeye kandi ry'akabuyenge, hariko izina ry'intumwa. Yesu ntiyavuzeati : « Muzokwicara ku ntebe z'inganji cumi na zibiri, muciraurubanza imiryango cumi n'ibiri ya Isirayeli » ? Ni bande bicarakw'irembo, kugira bace imanza, igihe baje mu Gisagara ? Oo, bagenzi !Ngw'aba rero. Abami b'isi barinjiye mu Gisagara, baje imbere y'uguca urubanzakw'intumwa, nk'uko Yesu yasezeranye. Oo, bagenzi !

182 Kur'iyi Ntebe y'Inganji, ku gasongero kayo, amamayili igihumbi n'amajanaatanu uja hejuru, isi yose izobona Umuco w'isi, Yesu, yicaye ku Ntebe y'Inganjiku gasongero k'isi, kugasongero k'Ishengero, ku gasongero k'UmusoziSiyoni ; upima amamayili igihumbi n'amajana atanu, igice c'ico Leta ZunzeUbumwe zipima, kikaba kidugijwe cane gushika aho mushobora kukibona kw'isiyose, amamayili igihumbi n'amajana atanu uja hejuru.

183 Kandi kuva hasi ugashika hejuru hose, hazobahari Abacunguwe. Hazobaho inzu z'inzahabu zitarimwo inkamba. Hazobahoamabarabara, n'amaparikingi, n'uturima. Kandi rwa Ruzi rw'Ubugingo rwaza, rwadudubizaruva muri ya Ntebe y'Inganji, rugatembera mu tubande no, Oo, ku rutwo tubuga.Kandi Igiti c'Ubugingo kizokwama amashurwe kuri buri mbuga ; kandi cameivyamwa vyaco, incuro cumi na zibiri mu mwaka, icamwa gitandukanye kuri burikwezi.

Kandi abami bo kw'isi bazoza muri co bazanyeivy'ubahiro vyabo. « Kandi amababi n'ayo gukiza amahanga, » igiheabami bariko babaho mu mahoro ngaho. Basohotse, bazokwamura ku giti, ibabink'uku. Nka kumwe inuma yagaruka, uburake bw'Imana bwarangiye, izanye ibabiry'umwelayo mu bwato. Rero igihe umwami azoba agiye, yazanye ubwiza bwiwe mucumba c'Umugeni, aha mu Gisagara, azoshira ibabi umwami w'umubanyi, ati :« Turi mu mahoro ibihe vyose. » Amen ! Ugukirakw'amahanga ! « Vyose vyatunganye. Igihe kimwe twagwana kubw'amarasoy'umwe n'uyundi, mwene Data. Kandi twarakundwakaza, tugasemerera ;tukarasa, tugaturira abana, n'ibindi. Ariko ubu hariho amahoro, ugukira. »Atari ugukira kw'indwara ; vyose vyararangiye. Ugukira kw'amahanga !Amen !

184 Igisagara gifise Intebe y'Inganji kugasongero. Ivyahishuriwe 21:23, « Kandi nta tara bakeneye, kuko

Umwagazin'Umwami Imana ari ryo Tara ryaho. » Murabona ? Umwami Imana ni yaNkingi y'Umuriro yakurikira abana b'Isirayeli mu bugaragwa. None yaduze kuNtebe y'Inganji, mur'ubwo Bwami butunganye…igihe igihe… « Bwa Bwamiubwo Yesu azoshikiriza Data, kugira Imana ishobore kuba vyose, no murivyose. » Yesu yicaye ku Ntebe yiwe y'Inganji ngaha, nka kurya kwa Yosefu. Kandi Umwamiazoba ari iryo Tara rizoba riri ku gasongero k'Umusozi Siyoni, kandi Umuco wayowera uzokwuzura mu Gisagara cose. Aleluya !

185 Amamayili igihumbi n'amajana atanu,n'amamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu, n'amaparadizo y'Imana yubatswemur'ico Gisagara hose ; amabarabara, utuyira ! Nimusome mu Gitabu canyuc'Ivyahishuriwe 21, murabe namba atari vyo. Murabona, « Nta tara bakeneyehariya, kuko Umwagazi ari We Tara. » Kandi ku Ntebe y'Inganji harashoborakuboneka, hari ku mamayili igihumbi n'amajana atanu.

Ntikiduga gishinze nk'uku. Kirakitse, nka kuryak'umusonge. Iyaba cari igice c'ikirere, aho rero cobaye kigenda nk'uku,murabona, kuva ku gisagara kimwe uja ku kindi…rero namba mubibona neza, guheraku gice kimwe c'Igisagara gushika ku kindi.

186 Noshobora gusigaho akantu gatoya ngaha namba mubigomba.Mwabonye neza uyu mugwi mutoya ? Ni nko muri runo ruhande gusa, inkikurobafutse. Georgia, California, Saskatchewan ; guhera muri Kansas, gushikaku ruhande rw'ibitandara rwa Maine ; ivyo bivyo vyoteranywa. Ni nk'ivyovyogereranya ngaha, amamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu.

Oo, bazova i Buseruko n'Iburengero,

Bazova mu bihugu vya kure,

Gusangira ibirori n'Umwami wacu ;

Gusangira …(Ibiki ? « Umuntu ntatungwa n'ivyo kuryagusa. » Umukate, Ijambo !)…gusangira nk'abashitsi biwe ;

Es'ukuntu izo ngenzi zihiriwe !

Mw'isi,ntegerezwa kuvuga ko ntarigera mbona abantu nka bo.

Oo, bihweze mu maso hiwe hera

Hakayanganamwo Umuco w'Imana ;

Abasangira ubuntu bwiwe b'abahirwe,

Nk'intete z'igitsibo ciwe, bazokayangana.

Oo, Yesu araje vuba,

Imibabaro yacu icoca irangira.

Oo, vyogenda gute hamwe Umwami wacu yozaubu ?

187 Nta gihe kinini gisigaye. Ibintu vyosevyatunganye. Mu vy'ibihugu, Sodomu, intwarabutumwa ; ikintu cose kiringaho kimeze neza. Murabona ? Bisigura iki ? Nimwiyumvire gato,turiko turaza aha kur'iri hema rito, amamayili kwadarato igihumbi n'amajanaatanu uva mur'urwo rugero nyene.

Kuber'iki Imana yiyumviye cane kandi ikitahocane ico kibanza gitoya ca Palesitine, murabona, mu gihe ari agace gatoyavy'ukuri ? Ariko harya nyene niho ya ngoro ihagaze. Niho YerusalemuMushasha izoserukira, harya nyene. « Elayono, Umusozi wa Elayonouzokwisatura, wigabure iburyo n'ibubafu, » ukwo n'ukuri, igihe uzonagauvuye musi. Atari nka kurya bavuga, ng'uzomera utera uja mu ruhande, nk'uku.Umera utera uja hejuru : « Mur'ico gihe, igihe azokoza ibirenge vyiwevyera ku Musozi. » Raba neza, ku Ntebe y'Inganji yiwe, ku mamayiliigihumbi n'amajana atanu uja hejuru !

188 Mwibuke, Satani yaragerageje kumugerageza,igihe kimwe, ku gasongero k'umusozi. Murabona ?

Ico Gisagara Gishasha gifise amatangurirocumi n'abiri, nk'uko twabiciyeko, basogokuruza cumi na babiri, gipima intambweijana na mirongine na zine ; ni igikingira igikiriza ca Aroni, amarembocumi n'abiri y'akabuyenge, amazina cumi n'abiri y'abigishwa.

Yesu ahagaze ari Ibuye ry'agasongero, kuNtebe y'Inganji, mu gihe abera biwe bamwambitse igitsibo, « Umwamiw'abami, Uwuganza abaganza. » Kandi We niwe Buye ry'agasongero.

189 Simfise ingodo yanje ngaha. Ariko nimwarabaneza mu ngodo yanyu, namba mufise inoti y'idolari rimwe, zifise ikidodo ca LetaZunze Ubumwe ; inkona ku mpera imwe, ifashe amacumu, nk'uko yoba ariibikingira amaboko ; kandi ku yindi mpera, ifise umusonge, hamwe n'ijishorikanuye hejuru yayo.

Murabona, ntibamenye ico bariko barakora. Kandi kuri yohanditsweko mu Kilatini, muzobona ko havuga, ngw'iki « iri n'ishashararikuru. » Ntibamenye ico bariko barakora. Na Kayafa ntiyamenye ko yarikoaravugishwa.

[Mwene Data Branham arashushanya kukibaho—Umw.] Hariho Ishashara Rikuru. Ngw'iri, murabona, Igisagara. Ntabwo ariikibe irambaraye nk'uku, murabona, ariko kirakitse ku buryo gishobora kubonwa.Kandi kur'uyo Musozi wera w'Umwami, Umwami azomanuka ku gasongero k'Umusoziwiwe ; ng'Uyu ngaha. Nico gituma ibuye ry'agasongero ritashizweko kuriEnoki. Murabona ? Nico gituma ibuye ry'agasongero ryategerezwa kuza unomunsi. Kandi Umusozi uzoba uriko uraduga, kandi uzoba Umusozi w'Umwami.

190 Kandi ngaho hazoba Abacunguwe. Utwo, tuyiran'ivyo bibarabara binini binini, nk'uko biri, ibibanza vy'iratiro, n'Uruzirw'Ubugingo ruzotemba, ruca neza na neza muri co. Kandi buri nzu yose izokorwamw'izahabu ibonerana. Kandi amabarabara azokorwa mu nzahabu. Kandi ibitivy'Ubuzima bizobayo, kandi bizokwama ubwoko cumi na bubiri bw'ivyamwa. Kandiabami n'abubahwa bo mw'isi bazojana ivyubahiro n'ubwiza bwabo mu marembo. Kandiamarembo ntazokugarwa mw'ijoro, kubera ata joro ririyo hariya.

Mur'ico Gisagara Umwagazi ari We Muco,

Gisagara kitagira ijoro ;

Mfiseyo inzu nini hariya ninava mumiroho n'imyitwarariko,

Oo, nzogenda iyo Umwagazi ari We Muco.

191 Ntimubona ko ibisagara bikuru, ibisagara,amazu, aho kuba, ubu biriko—biriko bigereranya co mur'aka kanya ? Ibibintu vyose vya kameremere n'igitutu.

Fata igitutu, ahantu hitereye, nk'ikiganzacanje. Imbere yuko habaho ica—ikinyakuri…canke ikigereranyo, hategerezwa kubahoikinyakuri. Kandi murabona, ico gitutu, gisa nuko mfise intoke cumi na zibiri,ariko hanyuma iyo ukijanye ku vyegereza hamwe, ki—kiratumbera muri kimwe,hanyuma igitutu kigaca kiyongera mu kiganza.

Kandi niko, akanya kenshi, abantu biyumvirako hariho Imana zitatu canke zine. Muriko muraraba kure cane hariya inyuma muntango y'ubugorozi. Murabona ? Nimuze ubu rero, murondere, mutumberezegushika habayeho Imwe. Ukwo n'ukuri.

192 Hariho Umugeni umwe ; si cumi na babiri, amadini. Ariko Umugeniumwe, uwo n'Uwatoranijwe, mu… mw'i—mw'isi yateguriwe ishikiro kuri vyo, abobashobora kumenya ikibanza cabo mu Bwami.

193 Kur'iyo Ntebe y'Inganji, raba, iri hejuru cane ! IgisagaraGishasha ; gifise amatanguriro ; Yesu, Buye ry'agasongero ;intumwa, zica imanza ; imiryango cumi n'ibiri.

Umusonge wa Enoki nta gitutu ugira ku gihe na kimwe c'umurango. Narabayemuri Egiputa, ku misonge. Urahagaze neza mu merekero y'isi, no mu bipimo vy'iyoshushangero ihambaye ; ku buryo, aho izuba ryoba riri hose, ntihigera habaigitutu hirya y'umusonge. Murabona uko umeze ?

Kandi nta joro rizokwigera ribayo. We ari ku gasongero k'Umusozi,acuzuzamwo ubwiza bwiwe. Umuco wiwe w'Ubwiza uzoba ngaho ibihe vyose. Nta jororizobayo hariya. Yesu, Ibuye ry'agasongero !

194 Ubu rero nimwihweze. Rero, Abacunguwe bazotambukira mu Muco. Ubuturaririmba duti : « Tuzotambukira mu Muco, wa Muco mwiza. »Hariho ikintu kanaka muri twebwe kiriko kirahamagara. « Caravuye mu rupfukija mu Buzima. » Ni kubera ico, kiturindiriye. Murabona ? Nico kiriimero, ico twiyumvamwo.

Mu vy'ukuri, ni…Muriteguye ? Ico nico Gisagara Aburahamu yarikoararondera. Murabona ? Ari umuvugishwa, yarazi ko ico Gisagara cari ahantukanaka. Bibiliya niko ivuga. Kandi yararondeye yobamwo, aca aragenda ;raba iyo yagiye, neza na neza aho kizoba. Murabona ? « Yarikoararondera Igisagara ico Umugezi n'Umwubati ari Imana, » murabona, yariumuvugishwa.

195 Yesu yagiye gutegura, akoresheje ibiganza Kimana, Igisagarac'Imana ; Umwubatsi Mana, kubw'ihanga ryazanwe n'Imana, kubw'ihangaryateguriwe mbere ishikiro. Yagiye gutegura.

Aburahamu yariko arakirondera. « Kandi yatura ko yari ingenzi nakavantara, kuko yarondera Igisagara ico umugezi n'umwubatsi ari Imana. »Uwo muvugishwa, yarazi ko kiri ahantu kanaka ! Yohana yakibonye kimanuka,ariko Aburahamu yiyumvira ko categerezwa kuba cari kw'isi kirya gihe.Kuber'iki ? Yahuye na Melekisadeki, Umwami waco, amuha ikigiracumi.« Uwo nta se canke nyina yarafise. Ntiyarafise itanguriro ry'ubugingocanke iherezo ry'ubugingo. » Aburahamu yahuye na We, hanyuma bagiriraniraisangira muri ca kibanza nyene aho ca Gisagara kizokwubakwa, Umusozi weraw'Umwami, aho Abacunguwe bazoba. Oo,

bagenzi !

Ico gihe ntigihagarara. Oya, turi mu gihe ; inyuma y'akanya gatotuzoja mu Bihe bidashira.

196 Oo, Musozi wera ! Hazobayo amabarabara y'izahabu zibonerana,utuyira ; n'amazu, n'utubanza twiratiro. Namba mushaka kubisoma ivyo,Ivyahishuriwe 21:18. Igiti c'Ubugingo kizoba kiriyo ; ubwoko cumi nabubiri butandukanye bw'ivyamwa, bumwe kuri buri kwezi, buzokwama kuri co.Abantu barya ivyo vyamwa, bazohindura imfungurwa zabo, buri kwezi.

Kandi ni—kiva…n'ico abaneshi gusa. Ivyo murabizi ? S'icoabanyamadini. Muravuga muti : « Ushatse kuvuga ivyo, mwene DataBranham ? »

Reka tuzingurure mu Vyahishuriwe 2, akanya gatoya, tubirabe.Ivyahishuriwe 2:7. Reka ubu rero turabe ko ari Ukuri vy'ukuri canke atari kwo.Ivyahishuriwe 2:7 havuga uku.

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemuabgira amashengero.

Rero, mwibuke, ntariko abwira Abayuda ubu.Iri n'Ishengero, Abanyamahanga.

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgiraamashengero. Unesha, nzomuha kurya ku vyamye ku giti c'ubugingo kiri muriParadiso y'Imana.

197 «Abaneshi bonyene, banesheje ca gikoko,bakanesha ikimenyetso caco, » ivy'igikatolika, ivy'igiporoti, ivy'amadini,« banesheje ca gikoko, ikimenyetso caco, indome z'izina ryaco. »« Azohabwa uburenganzira ku Giti c'Ubugingo, aho ata gihumanya na kimwegishobora kwigera cinjirayo. » Murabona ? Nimuvyiyumvire. Ubu rero,rindira gatoya, mu gihe tugomba dutere intambe gatoya. Igiti c'Ubugingo kizobaic'abaneshi gusa.

Amababi azoba ayo kuvura amahanga. N'ukuvuga,abami babayo, bazanyeyo icubahiro cabo, igihe bazanyeyo icubahiro cabobakagishira imbere y'Intebe y'Inganji y'Imana. Nka kurya kw'abo hanze, imwecumwe…ya miryango cumi n'umwe yazanira, umwe wese muri yo, ikigiracumi Lewi,murabona. Iyo bazanye icubahiro cabo mu…bakivanye mu gihugu gihezagiwe, murico, bazoramvurira ukuboko ku Giti c'Ubugingo, bakureko ibabi ry'umweloni…cankeibabi ry'Igiti c'Ubugingo, kandi bazosohoka bari kumwe. Nta ntambara izongerakubaho. Ibintu vyose biri mu mahoro. Amababi n'icibutso, c'ugukira kw'amahanga.

198 Ca Gitinyene, atari nka Adamu, ya…Hariho Igiti c'Ubugingo mw'itongo rya Edeni, yarigushobora kurya kuri co iyo atari kugwa. Ico Giti c'Ubugingo caramwibukije,igihe cose, ko igishasha ciwe…ubuto bwiwe bwari kuguma bubandanya. Murabona?

N'amahangan'uko nyene bizogenda. Amababi azoba arayo gukiza amahanga; raba neza, ubu rerontabwo ari ingwara. Mworonse bwa burenganzira nyene Adamu yarafise, nka kuryai…inuma ifise ibabi ry'umweloni, vyose ni…buri mwami yatora ibabi.

199 Raba neza,Uruzi rw'Ubugingo, birashoboka ko hariho utugezi twinshi dutoduto turugize. Uburero, mur'iyi si…

Ngomba ndangize mu minota mikeya. Mur'iyisi…Canke, ngomba mpagarike. N'uku impapuro zisigaye zingana, ubu ni nk'impapuromirongitatu. Egome. Nimurabe.

Mur'ubu—mur'ububuzima, nta kintu na kimwe nigeze mbona kiruhura nk'ukuba mu misozi ukabona,nk'uko nabivuzeko ubutumwa irindi joro, uyo mugezi ufururiza, isoko ryaworitanga ubugingo. Murarushe kandi mukaba munyotewe, mugaca mugwa ku mugezimwiza, musi aho imigera idashobora gushika, musi nko ku ntambwe amajana ujamw'isi, hadudubiza amazi meza cane, y'ukuri, amaza atanga ubugingo. Ivyoturabikenguruka. Ni makeya. Rero, isi ifise imigezi yayo myinshi y'amazi amarainyota. Igihe munyotewe kandi muriko murapfa, mukanywa kurayo mazi meza afutse,bi—birababafasha kubaho.

200 Ubu rero nimurabe iyo ayo ava. Ku Ntebey'Inganji, naho aho akura inkomezi zayo zibeshaho. Ava musi y'Intebe y'Inganjiy'Imana, aho Imana yicaye.

Yose, iyi si yose, iyi si tubamwo ubu ;umwe wese, yaba umukristo canke umupagani, arafise ingoro. Mwoba mwarigezekuvyiyumvira ? Amashengero, yose.

Ariko kino nta n'imwe gifise. Bibiliya ivugaiti : « Kandi nta ngoro yarimwo. Ariko Umwami Imana hamwe n'Umwagazini bo Ngoro yaco. » Umwagazi ni We Muco. Umwagazi ni We Ngoro. Umwagazi niWe Ntebe y'Inganji. Murabona, izi ngoro zose zirafise ikintu barikobarasengeramwo ; ariko, mur'iki Gisagara, ni We ico kintu. Ari kumwen'abantu biwe. Umuco wa Mpwemu wiwe wuzura mur'ico Gisagara c'umusonge.

201 Nka kurya kwa Petero na Yohana, hariya kugasongero k'umusozi.Umuco wafutse agasongero k'umusozi, hanyuma Ijwi riravugariti : « Uyu n'Umwana wanje nkunda cane. »

202 Mu Vyahishuriwe Yohana 21:3 na 4, « Ihemary'Imana riri kumwe n'abantu. » Imana yari yashinze

ihema mu muntu, mukumucungura, biciye kur'izo ntambwe zitatu. Ubu rero Imana igiye gucungura isihanyuma ishinge ihema ryayo mw'isi, iri kumwe n'abantu bayo bo kw'isi, aboyakuye mw'isi. Kandi yaguye biciye ku caha, ariko i…Yategerezwa kuyireka ikabandanya.Ariko rero yarungitse Yesu gucungura iyo si yaguye, iyo turi igice cayo.« Nta n'agashatsi na kamwe ko ku mutwe wanyu kazopfa. » Yesu nikoyavuze. Yavuze ati : « Nzokongera kumuzura ku munsi wa nyuma. »Murabona ? Kuber'iki ? Muri igice c'isi.

203 Murabona, ndafise ukuntu umugore wanjeamfyinisha bukebuke ambwira ko natakaje umushatsi wanje. Ndamubwira ko atan'umwe natakaje. Aravuga ati : « uri hehe ? »

Ndavuga nti : « Aho wari uri imbereyuko ndawuronka. » Aho hose wari uri, ikintu gikorwako ; ahou rihose, urandindiriye. Murabona ? Uko n'ukuri. Nzoja aho uri, umunsi umwe.

204 Uwu mubiri, uriko urahuma, ugwa, kandiibitugu bigahetama, n'amavi akababaza, hamwe—hamwe n'umuhogo usaraye. Ntacobitwaye. Murashobora kuwuhamba mu kiyaga, ariko Inzamba izonkangura. Egomushinganta ego ! Ego mushinganta. Tuzohindurwa, umunsi umwe. Nd'igicec'iyi si yacunguwe. Muri mw'isi, ariko nta kintu na kimwe c'isi. Muri mu rugerorutandukanye, urugero rw'abacunguwe.

205 Nimurabe neza, « Ihema ry'Imana rizobanan'abantu. » Raba neza, « Ibintu vya kera vyakuweho. » Iki, ikikintu, cakuweho. Ivyo bisigura ko Ijuru ryamanutse kubana n'umuntu.Murabona ? Ijuru n'isi vyafatanye.

Neza na neza nka ca gihe Inuma yaza ku gicec'isi, kuri Yesu ; yari umukungugu w'isi, Umuntu. Imana, yavuye mur'akokagera gatoya k'Ubuzima, biciye ku bubasha burema. Kandi ayo Maraso yarimur'ubwo… Ubuzima bwari mur'ayo Maraso bwasubiye kuduga ku Mana, ariko Amarasoyarakorokeye, kugira ayikomoze.

206 Kubera amaraso yazanywe, avanywe mu kagingok'akagera kava kuri Kayini, murabona ; ubu agaruka afise ububasha buremanka kumwe yakorera Adamu, mu kurema Adamu, ng'Uwu Adamu wa kabiri. Kandi biciyemurako kagingo kamenetse hariya, aho (icaha) Kayini yamenye ayo ako kagingok'amaraso y'umugororotsi, murabona, ubu rero aka Kagingo k'Amaraso…Kubera yisheAbeli, ariko Abeli yari yavutse biciye ku guhuza ibitsina.

Ariko Uwu We ntiyavutse biciye mu guhuzaibitsina. « Cari ikiremwa c'Imana, intango yavyo, » kandi caracunguyeisi. Kandi kalisiyumu, potasiyumu, igitoro, n'umuco w'isi wose, mukozwemwo,vyaracunguwe. « Nta na gashatsi na kamwe kazokwononekara. Kandinzokwongera kukazura ku munsi w'iherezo. » Hanyuma haba iki ?

207 Imana iza kubakw'isi. Iyo, iri igice cayo, umubiri wayo bwite. Yawumanitsekubw'ugutsindanishirizwa kwacu, kandi twatsindanishirijwe kubw'ukwizera ivyo nokuvyemera. Raba neza mu bigereranyo, Yesu ahinduka…Mu kigereranyo, Yesuahinduka umuntu ; Imana…canke yatoranirijwe gufata ikibanza ciwe, kugiraaducungure, atume ibi bintu vyose bishoboka.

Nimurabe neza,hanze y'impome zaco nziza, hanze y'ico Gisagara.

208 None mwatahuye ico« Gisagara » ? Murabona, n'Umusozi wera. [Mwene Data Branhamarashushanya ku kibaho—Umw.] « Nta kintu na kimwe kizobabaza cankekizokwonona mur'uyo Musozi wanje wera wose, niko Uhoraho agize. » IcoGisagara s'ikibe. N'Umusozi. Kandi u—ubwaguke n'uburebure n'igihagararo,birangana, murabona ; amamayili igihumbi n'amajana atanu kur'uru ruhande,amamayili igihumbi n'amajana atanu ku rundi ruhande, n'amamiyili igihumbin'amajana atanu hirya no hino ; hamwe n'amamayili igihumbi n'amajana atanuuja hejuru. Rero n'Umusozi uhambaye vy'ukuri, nka kurya k'umusonge, kandi icoGisagara kiri ku Musozi. Ubwiza !

209 Ngw'ivyo rero, aho hari amaparadizo y'Imana,Umuco w'isi, bwa Bwami butunganye. Atari umunsi ugira indwi ; wa WundiUhoraho ! Murabona ? Si Inganji y'Imyaka Igihumbi ; IsiNshasha ! Murabona ?

Mu gihe yinjiye mu Nganji y'Imyaka Igihumbi,yinjiye mu ntambwe yayo y'ukwezwa, ariko kandi itegerezwa kuzoturirwa.Murabona ? Amaraso acunguye abantu, vyerekana iki cibutso ko ari… ikiguzicarishwe, iyo myaka igihumbi. Ariko hanyuma itegerezwa kwezwa n'Umucanwa ;nk'uko mwejejwe, abaserukizi biwe bo mur'ico Gisagara, ubuserukizi.

Rero mupfa canke mubaho, itandukaniro ririhehe ? Hamwe yoza uno munsi, canke akaza mu myaka ijana, canke imyakaigihumbi, nzokwiruhukira gusa gushika aho uguhindurwa kwanje kuza.

210 Rero, wewe uri umutama na wewe uriumutamakazi, ntucike intege. [Mwene Data Branham arashushanya ku kibaho—Umw.]Namba muri ubuserukizi ngaha, mur'iyi mero y'Imana ; iyi, Imana ;namba muyifise, namba muserukirwa ngaha, ntimushobora…Muri mu w'Uhoraho…Kandinamba mwararenganye uyo munsi w'indwi, muja muw'umunani, mushika muw'Uhorahobiciye ku mubatizo wa Mpwemu Yera, muca mushirwa muri Wo. Rero, namba murikomwizigira igishika gusa, canke ugusimbagurika, canke, « Nkora

ibi.Ndaziririza umunsi wanje w'indwi. Sindya inyama, » n'ibindi nk'ivyo,bizohona, uko biri kwose. Murabona ?

Umunsi mukuru w'amahema wari umunsi mukuru wanyuma. Ubu turiko turasengera ku munsi mukuru w'amahema, igihe c'ishengerory'indwi.

211 Mu Nganji y'Imyaka Igihumbi, tuzoba turi mumunsi mukuru w'amahema kandi, mu munsi w'indwi.

Ariko, rero, inyuma y'umunsi w'indwi,turafise Ikoraniro Ryera, gusubira mu Bihe Bidashira. Gute ? Biciyekur'Umwe Ahoraho yaje akaducungura hanyuma akatugarukana, akadushikana ahotubimenya ko twari igice ciwe.

None mumenya gute ko muri igice ?Kubera, Ijambo ry'igihe, isezerano ry'uno munsi. N'iryahe ? Ukugarukanywaku munsi wa mbere, uwa mbere. « Kandi azogarukana imitima y'abana ku yabase, » azane ukugarukanywa kandi kwa pentekoti y'ukuri, atariibishikashika ; kandi azogaragaza Umuco w'akagoroba, wa Mwana nyeneyiyerekanye mu Muco wo mugatondo, nk'uko vyasezeraniwe uyu munsi. Amen kandiamen !

Turi hehe, bagenzi, turi hehe ? Ubu reronimurindire tubanze tuve mu nzira, niho Ivyahishuriwe 11 bishoboraku…kumenyekanishwa ku Bayuda ; ukwo n'ukuri, Izamurwa ririko riraza.

212 Nimwihweze, hanze y'amarembo y'impome,hashashe ya Si Nshasha, amahanga azoba mu mahoro ahoraho. Rero n'iki ?Abami b'abubahwa bazozana ubwiza bwabo muri co. Nta caha gishobora kubayo. Ntamugore w'imishatsi migufi azokwinjira ico Gisagara. Ivyo ndabibemeje. Ntabambara amabutura, banywa amatabi, abasambanyi, abamaraya, canke ababeshi,abasenga ibigirwamana, ico cose boba bari, ntibazokwinjira ico Gisagara. Oya,vyose bizoba biheze. Icaha kizoba kirangiye. « Nta kintu na kimwe coguhumanya ukwera kwaco kizobayo. » Ivyo nivyo yavuze. « Vyosevyarangiye, ibihe vyose. »

Nimwihweze mu mirima yaco na hirya no hinoy'amarembo yaco :

Idubu rizoba ari irigwaneza, ibingira rizogundwa ;

Intambwe nayo izoryama hamwe n'umwagazi w'intama ;

Kandi igikoko co mw'ishamba, kizoyoborwa n'umwana ;

Nzohindurwa mbe ikindi caremwe kitar'iki ndi.

213 Hamwe n'uru rupfu rukorera mu mubiri wanjeupfa, ubusaza buriko burinjira, nzohindurwa.

Mwarumvise ya ndirimbo ? « Iduburizoba riri irigwaneza. Ibingira izogundwa. » Ntizosimbira hejuru,igurukira hejuru igerageza kukwica. Izotambukana na we mu tuyira. Nindeazoragwa isi ? Abacunguwe. Bazoba ari bande ? Raba neza, nshoboragusa kubigisha biciye ku bigereranyo. Raba neza, mwene Data Lee.

214 Ninde yasohokanye kw'isi nshasha na Nowaumuvugishwa ? Abo binjiranye nawe mu bwato. Nivyo ? Nibo basohotsebaja muri co. Murabona ? Abo binjiranye na Nowa, biciye ku butumwa bwiwe,nibo basohokanye na we kur'iyo si nshasha inyuma y'umubatizo w'amazi wayo.

215 Abo binjirana na Yesu rero. Mwinjira gutemuri We ? Biciye kuri Mpwemu umwe ; kandi We n'Ijambo. Mucika igiceciwe. Mur'igice icahe ciwe ? Ijambo rizima ry'iki gihe, mwamenye.Muzosohokana nawe mu Nganji y'Imyaka Igihumbi. Aho niho muzosohoka. Raba neza,s'urunganwe rushasha. Ugusubira kuterwa ! Muravuga muti : « Oo,mwene Data Branham ! » Oo !

Raba neza, namba Imana ishoboye kuduza Eliyaikamujana, imyaka ibihumbi bibiri n'amajana atanu iheze, ikongera kumubadikakw'isi, kugira abe umuvugishwa ku Bayuda, n'incuro z'ihange ishoboye kubikoreraUmugeni !

216 Nowa amaze kuva mu bwato, raba neza ivyabwiweNowa amaze kuva mu mwuzure, neza na neza nk'uko vyari bimeze ubwa mbere kuriAdamu. Amaze gusohoka, kur'iyo si nshasha ; Imana yavuze iti :« Nimugwire mwuzure isi, » inyuma y'umwuzure. Raba neza,« bategerezwa kurondoka, bakuzura isi, » nka kurya kwa Adamu muntango. Ubu rero murashobora kubona neza ngaha. Ubu rero nimwumvirize neza.

217 Adamu yategerezwa « kugwira akuzuraisi. » Nivyo ? Nowa yategerezwa, inyuma y'imwe nshasha, (isi yariyasanganguwe), yategerezwa « kugwira akuzura isi. » Muravyumva ?Ubu rero mwoshobora kubona ico « uruvyaro » rw'inzoka ari ?N'igiki cuzuje isi ? Murabitahura ? Neza cane. Ubu murabona ukuntuSatani yagiye kwa Eva. Nico gituma urupfu rwaciye ruganza kw'isi kuva ico gihe.Kandi amajuru, isi, ibikoko, ikirere, vyose vyavumwe n'Imana kubera co.N'umuvumo, kubera Satani yashitse kur'iki ubwa mbere.

Yesu yaje kuyicungura kugira ayigarukanireData. Kugira ngo akore ivyo, yacitse igice cayo ; nk'uko nabivuze. Kandimur'uyo mukungugu nyene (igice Yesu niwo cari, We ubwiwe) wacunguwe, biciyekuri We

imero zose z'Imana zacunguranywe n'isi.

218 Yari Ijambo ryavuzwe. Twebwe abacunguwe turiigice ciwe. Es'iyaba mwoshobora kubimenya ! Murabona ?

Abafarisayo bivuga ko bari bo. Ariko,murabona igicapo canje ca mbere, bari gusa bo biciye ku vy'ubwenge.Ntibashobora kumenya Ijambo igihe ryaba rigaragajwe imbere yabo. Baravugabati : « Uyu mugambo ni impwemu mbi. »

Rero, uno munsi, twitwa abavugishwa b'ikinyoma.Twitwa n'abantu b'abasenzi, buri kintu cose kibi gishobora kwitwa, murabona,biciye ku bantu bahambaye kandi bafise impano. Murabona, n'uko gusa badatahura.Murabona ?

219 Umubatizo wayo wo mu mazi ntiwari uhagijekugira uyeze ; na bo nyene n'uko ; Ukwezwa n'Amaraso,kwarayigarukanye, kwarayikomoje. Ariko umubatizo w'Umucanwawarayityoroye ; nk'uko wagiriye Umugeni Wiwe. Nka kuryak'ugutsindanishirizwa, ukwezwa, umubatizo wa Mpwemu Yera.

220 Ntiyigeze asezerana uguhagurutsa ubundibwoko, nk'uko nabivuze, ariko yasezeranye gucungura abaguye. Abo baria—abacunguwe, bayirazwe nk'uko yasezeranye. Kandi We n'Imanaidahindagurika ; ivyo turabizi.

221 Mwibuke, Imana yatwaye Eliya, inyumay'izamurwa, hanyuma isubira kumubadika mw'ihanga, kugira afate ikibanzank'umuvugishwa hagati mw'ihanga ; vuba cane azobikora. Kandiyaramuzigamye, ari muzima, iyi myaka ibihumbi bibiri n'amajana atanu.Ategerezwa kuzokwongera guseruka.

222 Subira murabe neza, yazuye Mose mu bapfuye.Imva yiwe iri hehe ? Har'umuntu n'umwe yoshobora kuyironka ? MurasomaIgitabo ca Yuda. Murabona ? Satani…Umumarayika Mukuru yahariyen'umumarayika mukuru, Satani, aravuga, yubahutse… « Uhorahoaguhane, » baharirira umuvyimba wa Mose. None ngaha Petero, Yakobo naYohana bari bahagaze harya bamuraba, ku Musozi w'Ugukayanganirako, harya nyenemuri ca gihugu aho wa Musozi uzoduzwa kugira bawubemwo. Murabona ? Kandiyaje kuyicungura.

223 Murabona, hariho Ishengero ryazamuwe rero,ryaserukiwe ; hariho bamwe basinziriye, baserukiwe. Hehe ? [MweneData Branham arashushanya ku kibaho mur'isi mirongo mikeya ikurikira—Umw.] MuGisagara ; hejuru ku gasongero k'umusozi. Murabona ?

Hariho Petero, Yakobo, na Yohana, barikobararorera ; ivyabona bitatu. Hariho Eliya, Mose, na Yesu ;nk'ivyabona vyo mw'Ijuru. Murabona ?

Kandi hariho Mose, uwapfuye, akazuka. HarihoEliya, izamurwa, yari akiri muzima. Kandi abo babiri bose bari baserukiwekur'uyo musozi wera.

Kandi Yesu, Umucunguzi. Igihe Imana, irihejuru yiwe nk'uku, yamutera igitutu, yaravuze iti : « Uyu n'Umwanawanje nkunda cane. »

224 Muribuka ko Yesu yavuze, nk'umunsi umweimbere y'aho, yavuze ati : « N'ukuri ndababwiye, ko bamwe mubahagazengaha ubu, batazobona urupfu, gushika babonye Ubwami bw'Imana bushinzwe mububasha. »

Vyari ibiki ? Abapfuye bazutse hamwen'abera bazamuwe, bari hamwe, bakoranirijwe hamwe kugira bamusanganirire mukirere. Hamwe n'Imana yamuteye igitutu, Yesu ahagaze ngaho mur'ico gitutu,iravuga iti : « Uyu n'Umwana wanje nkunda cane, muri Wendahanezererewe cane, » urutonde rwo mu Bwami Bushasha. Oo, mwene Data,mushikanje !

225 Urupfu ntirubahindura. Urupfu ruhindura gusaikibanza mubamwo. Murabona ?

Mwibuke, igihe Samweli, igihe yapfa akamaraimyaka ibiri ahambwe, yari muri Paradizo. Kandi wa mupfumukazi w'i Endoriyaramuhamagaye, Sauli aramumenya, na wa mupfumukazi aramumenya, aca agwayubamye. Ntiyari yarahindutse, akantu na gatoya. Yari akiri wa Samweli nyene,amaze imyaka ibiri yarapfuye, kandi yarakiri umuvugishwa. Yavuze ati :« Ejo uzogwa mu rugamba, hamwe n'umuhungu wawe, kandi ejo mw'ijoro nk'ayamango uzoba uri kumwe nanje. Kandi ni neza na neza ivyo vyabaye.

Murabona?Kandi igihe Mose agarutse, na Eliya, mu Vyahishuriwe Yohana 11, hazoba hakirihoabavugishwa. Haleluya!

226 Kandi hariya hakurya, mu Gihugu, Igisagaraaho Umwagazi ari Umuco, nzokumenya, mwene Data McKinney, nzobamenya, bantubanje, buyeye bwanje bwo ku gitsibo. Igihe bazova mu Buseruko no mu Burengero,baja ku Gisagara ; igihe amamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu,kizoba gihagaze ngaho, kandi ico gisagara kizoba cubatswe mw'ishushoy'ikwadarato. Igihe muzoba mwicaye ngaho ku Musozi wera, aho Imana yicaye kuMusozi, Yesu na We ari ku Ntebe y'Inganji. Kandi inzamba z'inzahabu zivugaigihe Yosefu avuyeho, kugira atambuke mw'Iparadizo, abana b'Imana na bo bakagwaku mavi

bakamusenga, bamenye ko bacunguwe. Murabona ? Amen !Aleluya !

Rimwe narimwe ndakumbura mw'Ijuru,

N'ubwiza nzokwitegereza hariya :

Mbega umunezero nzogira ninabona Umukizawanje,

Muri ca Gisagara ciza cane c'inzahabu!

Nd'imbohey'ico Gisagara ciza cane

Umwamiyateguye… [Ikibanza kigaragara kw'ibande—Umw.]

227 Yesaya yavuze, muri Yesaya 9:6, « Kandi amahoro yiwe n'ukugwirakwiwe ntibizogira iherezo. Ubutware buzoba ku bitugu vyiwe ; azokwitwaUmujenama, Umukama w'Amahoro, Imana y'Ubushobozi, Data wa twese Ahoraho.Ubutware buzoba ku bitugu vyiwe ; kandi ukugwira kwiwe n'amahorontibizogira iherezo. » Mbere n'ibikoko biri hariya. Oo, bagenzi !

Idubu rizoba ariirigwaneza, ibingira rizogundwa ;

Intambwe nayoizoryama hamwe n'umwagazi w'intama ;

Kandi igikoko co mw'ishamba, kizoyoborwa n'umwana ;

228 Nzohindurwa mbe ikindi caremwe kitar'iki ndi.

Uwo munsi ni washika, nzoja mur'ico Gisagara.Nd'imbohe y'ico Gisagara ciza ! Ndiko ndumva ububasha bucungura mu mutimawanje wose muri kano kanya.

Mbega siko biri, rero narataye ubuzima bwanjekure ; nigishije abandi ibintu vy'ububeshi. Ariko igihe nunamye nkabonakw'isezerano yashizeho ry'uno munsi, nkaribona ryashingiwe intahe ; nkacandaba kur'iri koraniro ry'amamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu ririryicaye ngaha, Uwatoranijwe yahamagawe ava mu madini, mu moko, muri zinemeran'ibindi ; mbonye Ijambo ryishingiye intahe Ryo ubwaryo, ndamenya, atagitutu na kimwe co gukekeranya, ko utubuyenge tw'igitsibo canjetuzokayanganisha ibintu vyose kw'isi, kuri wa Munsi.

229 Hazobaho igihe ! Abantu, ntiturikoturakoranira ngaha kubw'ubusabusa. Turiko gusa turarindira ico gihe. Igihekiragiye cane rwose, ariko Yesu aracari hafi cane. Kandi, Ubwiza bwiwe,n'ubwigitangaza. « Azokwitwa Umujanama. » Ico Gisagara, murashoborakukibona ? Aho niho Umukwe n'Umugeni bazoba, kandi ntibazongera ku…

230 Rero, namba mwibaza kw'ari vyiza cane igihetuba turiko turanyonga imiduga amamayili amajana n'amajana kugira dushike ngahakandi dufungure kw'Ijambo ryayo, iryo iri ari gusa igitutu, es'ukuntu bizobabimeze nitwaba muri ca Gisagara kumwe na We ! Igihe nzoba ndi umubanyiamazu yegeranye, kandi turiko turarya kur'ivyo biti, tuzotambuka mu mabarabara,turiko turatambuka kur'ayo mabarabara y'inzahabu tuja kw'isoko, dutambuka muMaparadizo y'Imana, hamwe n'Abamarayika bazuguruka kw'isi, baririmba indirimbo,Oo, mbega ukuntu uwo Munsi ari mwiza ! Urakwije vyose. Amabarabara asan'ayataringaniye, rimwe na rimwe biragorana, ariko, Oo, bizoba ari bito caneninamubona, bito cane. Mbega ya mazina mabi na vya bintu bavuga, bizohindukaiki ninamubona mur'ico Gisagara ciza cane ?

231 Twunamike imitwe yacu.

Nd'imbohe y'ico Gisagara ciza cane

Umwami wanje yateguriye abiwe ;

Aho Abacunguwe bose b'ibihe vyose

Baririmba « Ubwiza ! »bakikije ya Ntebe y'Inganji Yera.

Rimwe na rimwe ndakumbura Ijuru

Hamwe n'ubwiza bwaryo nzokwihweza ndihariya :

Mbega umunezero uzobaho ninabona Umukizawanje,

Mur'ico Gisagara ciza c'inzahabu !

Ku kizinga ca Patimosi, Yohanayarakibonye !

232 Mukundwa Yesu, iki cizigiro, icizigiro canjenta kindi cubakiweko, Mwami. Ni mama w'umutima wanje ; ico Gisagara,Umwami ahambaye. Mana, ntihagire n'umwe ari ngaha ureka ngw'ahone, ndabigusavye.Reka

dushobore gusuzuma ubuzima bwacu kandi, uno munsi, Mwami, turindiriyeukuza kw'Umwami. Aho abo Bacunguwe bose, hariya muri ca kibuga c'imikino iRoma, aho abo Bakristo batabaguwe n'intambwe, hazohinduka umukungugu umunsiumwe !

Nta mva zizobayo kur'uyo musozi w'Ubwiza. Ntamuryango uzojako ishugwe ryo ku maziko. Nta masozi azowukorokerako. Oya, oya.Nta rudunduri rw'ivyatsi. Nta bihuhusi bizogihungabanya. Vyose bizobaar'ivy'ubwiza hariya.

233 Dufashe, Mwami. Namba hariho uwuringaha…yahamagariwe kur'ayo Mazimano y'Ubukwe bw'Umwagazi, iyi Nganji y'ImyakaIgihumbi, n'ukwinjira mu Gisagara inyuma y'uguhera kw'ukwezi kw'ubuki. Inganjiy'Imyaka Igihumbi nUkwezi kw'ubuki gusa. Hanyuma We, Umugeni, afate…Umukweatware Umugeni wiwe i Muhira. N'Uwiwe. Umukwe wiwe ; Umugeni wiwe. Oo,Yagiye gutegura Inzu, guhera igihe yaba uwureheje.

Reka dushobore kuba ab'ukuri kur'Uyo ariIjambo, kuko We n'Ijambo. Tutitayeho uko abandi bagerageza kutuvuga, badushirakure yavyo ; Mwami, nyegereza hafi cane.

Kuko rimwe na rimwe ndakumbura Ijuru,

Hamwe n'ubwiza bwaryo ninashikayonzokwihweza :

Mbega umunezero uzobaho ninabona Umukizawanje,

Mur'iki Gisagara ciza cane c'inzahabu !

234 Aho Kuba ho muri kazoza h'Umukwe n'Umugeni ! Arikoaragaruka…[Ikibanza kigaragara kw'ibande—Umw.]…ku Mazimano yo ku Bukwe ;hazoba ari iminsi itatu n'igice. Hanyuma yongere kugaruka, mu Nganji y'ImyakaIgihumbi, mu kwezi kw'ubuki kwacu. Kandi rero a—azokwerekana ico Gisagara. Nkakurya kw'umukwe ajana umugeni ku kintu gitangaje, es'ukuntu uwo mugeni mutoyaahagarara mu gutangaha ariko araraba aho azoba muri kazoza ! Kandikubw'ukwizera, uno munsi, Mwami, turahabona hariya hakurya. Kizoba kiri neza naneza hano kur'iyi si. Warabisezeranye.

Ishengero ryawe rizoba ricunguwe mu buryo bwuzuye, umwe mur'iyo minsi.Hanyuma isi yawe izocungurwa, utumanyu dusigaye. Ariko ubwa mbere wacunguyeihanga ryawe, imibiri yabo yakozwe mw'isi.

235 Dufashe, Mana. Namba hariho uwuri hano atazi neza ivyo adakekeranya,Mwami, nureke bashobore kuvyakira ubunyene.

Ndazi vyabaye birebire kandi harashushe, ariko, bantu, ntituzokwamaiminsi yose duhagaze hano. Sinzokwama iminsi yose nd'umwungere wanyu. Rekatubigire ibizwi neza. « Hoba hariho inzira, mwene Data Branham ? »

Ego, hinduka igice c'Ijambo, igice c'Ijambory'uno munsi. Ntimushobora kuba igice c'Ijambo ry'igihe ca Mose ; ico gicecaramaze guhera, ayo yari amajuru. Ubu turi ku Mutwe. Uyu ni Kristo. S'igihec'amaboko, hariya kwa Luteri, oya. Iki n'igihe c'Umutwe. Kristo, Ibuye ry'agasongeroriza ku Mubiri.

236 Namba utariko uriyumva neza, neza na nezakur'ibi, aho hose ushobora, woduza ikiganza cawe hejuru kugira gusa nshoborekukibona. Reka abandi bose bagumize imitwe yabo yunamye. Imana ibahezagire.

Ukavuga uti : « Uranyibuka mw'isengesho,mwene Data Branham. Ndagomba cane rwose kuzobayo ! Si—singomba kuzohabura,mwene Data Branham. Ndi—ndiko ndasuzuma, ndiko ndakora ivyo nshoboye vyose,ariko nsengera muri kano kanya, sivyo ? » Imana ibahezagire.

Mu gihe mukiriko muravyiyumvirako rero,nimusenge, muvuge muti : « Mana… » Ni mu mutima wawe bwite.Murabona, namba mwumva ikintu kanaka gikwega, kicumita ku mutima wawe, niconyene. Ni ya mero iriko iragerageza kwivuga.

Nd'imbohe y'ico Gisagara ciza cane

Umwami wanje yateguriye abiwe ;

Aho abacunguwe bose b'ibihe vyose

Bazoririmba « Ubwiza ! »bakikije ya Ntebe y'Inganji Yera.

Rimwe na rimwe ndakumbura Ijuru,

N'ubwiza nzokwihweza ndi hariya :

Mbega umunezero uzobayo ninabona Umukizawanje,

Mur'ico Gisagara ciza cane c'inzahabu !

237 Data wa twese wo mw'Ijuru, n'utwakire muri kano kanya, Mwami. Reka waMwungere ahambaye, wa Mwungere w'Umucunguzi ahambaye yavuye mu Bwiza, azi kozimwe mu mero zari zaratakariye mur'ivyo biyaya bihambaye vy'icaha, ahoamabingira n'i—ibikoko vyari vyegereje kutabagura ako gatama gatoya ;ariko yahevye twa tuyira tw'inzahabu, aza mw'isi ahinduka umwe muri twebwe,kugira ngo ashobore kwerekana urukundo rw'Imana kuri twebwe. Ngw'aho ahoyabasanze, bamwe muri bo bari mu madini, bamwe muri bo bari mu mazu akorerwamwoibiterasoni, bamwe muri bo bari mw'ibarabara, bahumye, bamwe muri bo bari mubisaka no mu mabarabara makuru, ariko yacunguye abo bose Data yari yatoranijegucungura.

238 Kandi yaduhaye igikorwa, co kubaho iki gice c'Ijambo kubw'ibihe vyacu.Kandi turabona ubugorozi buhambaye bwa Luteri, mur'ico gihe ; n'ubwaWesley ; hamwe n'Abapentekoti. Ubu turiko turarondera Ibuye ry'agasongerory'Igisagara. O Mana, turazi iki gihe hamwe n'isezerano twahawe kubw'uyu munsi,uko Ibi vyategerezwa kwongera kugarukanwa. « Umuco w'akagoroba uzokwezaicamwa cavyo. Kandi igihe kimwe hazobaho umunsi udashobora kuba umurango cankeijoro, udashobora kugira izina, ariko mu gihe c'akagoroba hazoba Umuco. »

Wa Mwana w'Imana nyene w'ubwiza yigaragaje mu mubiri w'umuntu ngahakw'isi, atuma rya sezerano ryo ubwaryo ribaho ata kibuze, uguhuma ku masoy'Abafarisayo n'Abasadukayo n'Abaherodiya, n'abandi n'abandi.

Kandi uno munsi vyongeye kwisubiriza, Ijambo ryagaragajwe neza na nezank'uko ryari riri. Ijambo, rimenya amabanga yo mu mutima, neza na neza kumweryari riri, nk'uko Ivyanditswe bibivuga, bidashobora gukurwaho. Dufashe, Mana,kubibona.

Fasha aba rero badugije ibiganza vyabo. Reka bashobore gukenyerazigume ; bambare ibirato vy'Ubutumwa bwiza bw'amahoro ; bambareibigwanishwa vyose vy'Imana ; bashireko inkofero ; bafate inkinzoy'ukwizera, guhera uno munsi. Ubiduhe, Mwami.

239 Hasigaye igihe gito, tuzohamagarwa, hanyuma Izamurwa rizoca riba. Akagwigatoya gusa, nka Enoki, kazozamurwa.

Hanyuma, « amasigarira y'uruvyaro rw'umugore, yitondera amabwirizway'Imana, » Abayuda, « bafise igishingantahe ca Yesu Kristo, »Abanyamahanga, bazohirwa nk'imbwa, « kandi bazotanga ubuzima bwabokubw'igishingantahe cabo. »

Rero, igitondo kimwe gihambaye, uguseruka kw'Inganji y'Imyaka Igihumbi,kuko i—Ukwezi kw'ubuki kuzoca gutangura.

« Kandi abandi bapfuye ntibazoba bazima gushika imyaka igihumbiiheze. » Rero, ku mpera y'imyaka igihumbi, hariho Urubanza, vyerekana koHamu yari mu bwato. Kandi Hamu aracari ngaho mu masigarira. Abo baryumvisebakarishibura bazotegerezwa gucirwa urubanza.

Ubu rero, ubiduhe, Mwami, kugira ntiduharuranwe nabo, ariko tuzobemubazohamagarwa ku Mazimano y'Ubukwe. Kuko, turamenya Yesu hagati yacu uyumunsi. Tuzokwinjirana na We ; tuvuye mw'isi, twinjira muri We. Rekadutambuke tuja mur'ico Gisagara, dusohokane na We.

240 Ndiko ndasaza, Mwami. Nta bundi butumwa bwinshi mfise bwo kuvuga. Arikovy'ukuri nizigiye Wewe. Ndiko ndondera ico Gisagara, nka kurya sogokuruza wanjeAburahamu yakoze. Hariho Ikintu kanaka muri jewe kimbwira ko kiriko kiraza.Ndiko ndageragеza ahantu hose, Mwami, gusanzaza Umuco no kubahamagara. Rekantihagire n'umwe mur'aba, Mwami…

Es'ukuntu wabimpishuriye neza cane, mu kanya gaheze. Uva ku nkikuronk'iya mamayili igihumbi n'amajana atanu, hariho umwe ngaha na hariya, bicayebari kumwe uno munsi, bakoraniye hamwe mu kibanza gitoya, mu kurindira kw'icoGisagara giseruka. Turatura ko turi ingenzi na kavantara. Turi abatanezwe.Abapagani, isi, baratwenga kandi bakaducokora ; amadini y'abasenziakadushinyaguriza, ariko ntitwemera kunyiganyizwa n'ivyo bintu. Tugire igicec'Ijambo, Mwami, abatanyiganyiga. « Hazoba mu minsi ya nyuma. » Rekaabe twebwe, Mwami, reka duharurwe muri bo. Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Muravyizera ? Reka tuduze ibiganza vyacu nk'uku.

Nd'imbohey'ico Gisagara ciza cane

Umwamiwanje yateguriye abiwe ;

Ahoabacunguwe bose b'ibihe vyose

Bazoririmba« Ubwiza ! » bakikije ya Ntebe y'Inganji Yera.

Rimwe na rimwendakumbura Ijuru,

N'ubwiza nzokwihweza ndi hariya :

Oo, mbega umunezero uzobayo ninabonaUmukiza wanje,

Mur'ico Gisagara ciza cane c'inzahabu !

241 Rero, namba dutegerezwa kuzoba mur'ico Gisagara turi kumwe, n'uramutseumuntu kanaka, umuve uti : « Imana iguhezagire ngenzi. Uvahehe ? Louisiana, Georgia, Mississipi ? Na jewe nd'ingenzi. Ndikondarondera ico Gisagara. »

Ndiko ndarondera ico Gisagara, mwene DataNeville, ari hariya. Turi mu nzira tuja hariya… ?...Mwene Data Capps,ndiko ndarondera ico Gisagara, mbere, no ku mugoroba.

N'ubwiza nzokwihweza ndi hariya :

Oo, mbega umunezero uzobayo ninabonaUmukiza wanje,

Mur'ico Gisagara ciza cane c'inzahabu !

Oo, idubu rizobaari irigwaneza, ibingira rizogundwa ;

Intambwe nayoizoryama hamwe n'umwagazi w'intama ;

Kandi igikoko co mw'ishamba…kizoyoborwa n'umwana ;

Nzohindurwa mbe ikindi caremwe kitar'iki ndi, Oo, egome.

Oo, hazobaho amahoro mu kiyaya kuri jewe… (Nivyo ! Egome !)

Nta ntimba, nta mubabaro, nta ngorane, nzongera kubona ;

Kandi hazobayo amahoro mu kiyaya kuri jewe.

242 Umwami wacu ataboneka, ico gitondo,azogaragazwa. Sinzobona mwene Data Dauch afise imyaka mirongicenda.Ntimuzombona mfise imyaka mirongitanu. Ariko, nzoba nahindutse, uwo Munsi.

Kandi igikoko co mw'ishamba kizoyoborwa n'umwana ;

Nzohindurwa mbe ikindi caremwe kitar'iki ndi.

243 Ntimuzonezerwa ? Imvi zizobazakuweho ; ibitugu bihetamye. Ariko ubwiza, ukudapfa, tuzohagarara mu gusana We, izuba ryo gukayangana. Oo, ni vyiza cane !

…kuri jewe, Oo, Mwami, ndasenze ;

Nta ntimba, nta mubabaro, nta ngorane, nzongera kubona ;

Kandi hazobayo amahoro mu kiyaya kuri jewe.

244 Nico gituma turi hano. Ni bangahe muri mwebwebakeneye inkomezi kubw'urugendo ? Mana ziduhe ! Ni bangahe murimwebwe bagwaye mu mibiri yanyu, abasoda bakomeretse ? Cumi na babiri, cankebarenga. Murizera kw'ari ngaha, Umwami ataboneka ? Ibintu biboneka ;ibitaboneka bigaragazwa n'ibiboneka. Ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uno munsi,n'ibihe vyose, urukoba rugize umubiri gusa. Rero, namba uyu ari Mpwemuyigishije ibi abicishije muri jewe, azokora vya bikorwa yakoze igihe yaringaha. Oo, mbeg'ukuntu ari vyiza cane !

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano,

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano ;

O ninde azoza akajana nanje ?

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano.

Kur'ivyo biyaya vyose vyagutse cane

Hakayangana Umunsi umwe Uhoraho ;

Hariya Imana Mwana iganje ibihe vyose,

Kandi igasunikira kure ijoro.

Oo, nd'imbohe y'igihugu c'isezerano,

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano,

O ninde azoza akajana nanje ?

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano.

245 Amajana atanu batambukiye mu ruzi hariyahirya, umunsi wa mbere Umumarayika w'Imana yaseruka aboneka, kugira ashingireintahe, nk'uko yakoze ku Musozi Sinayi, ko nahuye na We. Naratambukiye mu ruzi,amajana n'amajana bariko bararirimba ya ndirimbo nyene y'umubatizo. Yarajengaho, aramanuka, ya Nkingi y'Umuriro nyene mubona kw'ifoto harya ;yaramanutse, harya nyene ku ruzi, iravuga iti : « Nk'uko YohanaUmubatizi yarungitswe kwitangira imbere ukuza kwiwe kwa mbere, ubu Butumwabuzokwitangira imbere ukuza kwa kabiri. » Murabona ? Ngw'ivyo rero,murabona.

O ninde azoza akajana nanje ?

Nd'imbohe y'igihugu c'isezerano.

246 Ya Nkingi y'Umuriro nyene iri ngaha kumwenatwe. Mbega murabizi ? Yagize bamwe muri twebwe ikintu kimwe, abandi naboikindi. Hamwe ata gukekeranya, mwokwizera ko iri hagati muri iyi nyubakwa,ndizera ko iza kubibemeza Yo ubwayo. Biza kuba bihagije kuri mwebwe ?Nintashika kur'umwe wese…harageze isaha umunani, ariko hamwe mwo…ahubwo n'isahaindwi zirenga iminota mikeya. Hamwe mwokwizera, namanuke kuri twebwe !Ukwizera kwacu kuri hehe ? Murabona, mutegerezwa kwizwera ivyo.Nimutabikekeranya na gatoya, biraza gukora.

Nda—ndazi Ukubaho kwa Kimana kw'Imero yaKristo, We ari Ijambo. Kandi Bibiliya ivuga iti : « Ijambo… rirakomeyecane kurusha imkota y'ubugi bubiri, kandi rirakata gushika ku musokoro w'igufa,rigasesa ivyiyumviro biri—biri mu mutima, rigahishura ibanga ryo mumutima. »

247 Nimurabe. Erega, sinarinzi ivyo bintu, mumyaka yahera. Kandi igihe nabivuga, ntabizi, raba ivyo yakoze. Yavuzeati : « Ubu rero, uzofata abantu ku kiganza, hanyuma ntiwiyumvireikintu na kimwe, uvuge gusa ico imero ikubwiye. Vuga kw'ari ikivyimba, ico arico cose. » Hanyuma aravuga ati : « Hazogera igihe bitazosabwa kowiririrwa urakora ivyo. » Murabona ? Murabona ? « Izosesa icokintu nyene kiri muri bo. » Twararonse ubwoko bwose bw'ivy'ukwigana, ivyoturabizi, vyohatswe kuzimiza n'Abatoranijwe iyaba vyoshoboka. Raba ukuntuibisigaye bihuye n'Ijambo, aho muzoca mumenya namba ari vyo canke atari vyo.Ariko, Yesu aguma ari wa Wundi nyene ejo hahise, uno munsi, n'ibihe vyose.

248 Ni bangahe bari ngaha bagwaye, kandi bazi kontabazi ? Nimuduze ikiganza canyu, muvuge muti : « Nda—ndazi koutanzi. » Oo, nibaza, kw'ari nka hose. Ikintu kimwe gusa mutegerezwagukora n'ukuvyizera gusa.

Izere gusa, izere gusa ;

Vyose birashoboka, izere gusa,

Izere gusa, izere gusa ;

Vyose birashoboka, izere gusa.

249 Yesu yavuze ati : « Nk'uko vyaribiri mu minsi ya Sodomu, niko bizoba igihe Umwana w'umuntu azohishuririrwa kw'isimu minsi y'iherezo. Igihe Umwana w'umuntu azohishuririrwa, canke, azokwihishuraWe ubwiwe mu minsi y'iherezo. » Rero, si iminsi ya mbere, iminsi yohagati ; iminsi y'iherezo, murabona, yohishuye. Ubu naho turi mu minsi yanyuma. Sodomu yiteguye neza, ikintu cose, intwarabutumwa, birasa neza.

N'igiki cabaye kuri—kur'ayo masigarira makeyayari yahamagariwe gusohokana n'umugwi wa Aburahamu ? Hariho Umwe yaje muribo, mu mubiri w'umuntu ; yishushanije mu mubiri w'umuntu, arira hamwenabo, anywera hamwe nabo, za mfungurwa nyene bafungura, ibintu vyose. Yahagazemuri bo, ababwira Ubutumwa. Hanyuma aravuga ati : « Ngomba nkore ikikintu gihambaye. »

250 Kandi Aburahamu yaguma yiga :« Mbega ibi ni vyo ? Namye ndondera Igisagara. Uyu yoba ariUmwami ? »

Aca avuga ati : « Kuber'iki Sarayabikekeranije ? » Mw'ihema, inyuma yiwe.

Aburahamu aravuga ati : « MwamiMana, Elohimu ! » Kubera yamenye ivyiyumviro vya Sara.

Yesu yavuze ko vyokwongeye kwisubiriza kandiigihe yohishuwe mu minsi ya nyuma, Ibuye ry'agasongero rije ku Mubiri.Gucungura i…Abo n'abacunguwe, aje gutora abiwe. Ari kumwe natwe ngaha.

251 Ubu rero, hari gusa nk'ibiganza cumi nabibiri, canke birenga, vyadugijwe hejuru. Ndizera kw'Imana ishobora gukiza umwewese muri mwebwe. Nivyo. Ndizera ko mugwaye. Sinizera ko umuntu vy'ukuriyoshobora kwicara mu kibanza nk'iki ada…mu gihe nk'iki, n'iki cuka, atazi,ntamenya ikintu kanaka.

Ngomba ko musenga. Ngomba ko musohoraikitagenda neza mu—mu—mu mutima wanyu, murabona, hanyuma mutangure gusenga,muvuga muti : « Mwami Yesu, bihishure. Nda—ndiko mbwira Weweibitagenda neza kuri jewe. None warungitse Mpwemu Yera wawe kuri mwene DataBranham, kugira ashitse ivyo yavuze ko ari Ukuri, mur'ubu Butumwa ariko aravugakuri Wewe, ndazi ko buza kuba Ukuri. Ubu rero, bimpishurire, Mwami.Mbwira. »

252 Ubu rero, vyasanzaye, hano na hirya no hino.Rero nimusenge gusa, muce mwizera n'imitima yanyu yose, kw'Imana iza kubibaha.

Ubu rero ngomba ko mundaba, kandi musenge.Neza na neza nka kumwe Petero na Yohana bavuze bati :« Turabe. » Yashaka ikintu kanaka, kandi yari hafi yo kukironka.Namwe mushaka ikintu kanaka, kandi ndizera ko muri hafi yo kukironka. Yavuzeati : « Turabe. »

Yavuze ati : « Ifeza n'izahabu,ntazo mfise ; ariko ico mfise, ndakiguha. »

Ubu rero, ugukira, ntakwo mfise. Kwose kurimuri Kristo. Ariko ico mfise, ingabire y'Imana, ndakibaha, ukwizera kokuyizera. Ubu rero, mw'Izina rya Yesu Kristo, umwe wese muri mwebwenakire.Muvyizere. Murabona ? « Hamwe mwoshobora kwizera ! »

253 Urya mupfasoni yicaye harya, ariko arandaba.Yariko ararira, haraciye iminota mikeya, ariko arasenga. Agwaye inyonkoimubabaje. Sindakuzi. Uri uwutazwi kuri jewe. N'ivy'ukuri, sivyo. [Mushikacuaravuga ati : « Nivyo. »—Umw.] Nturi uw'ino. Ur'uwo i Chicago. MupfasoniAlexander. Namba ivyo ari vyo, zungagiza ikiganza cawe. Ubu rero nusubire iChicago kandi ukire.

Yakoze kuki ? Ca Kindi nyene wa mugoreyaragwaye ubutinyanka yakorako, ubuyonga bw'impuzu yiwe, s'iyiwanje.

Hariho umugore mutoya yicaye ngaho mu bantu,namba noshobora gutuma anyumva. Wewe wadugije umutwe wawe ku ruhande.Sindakuzi. Uri uwo ntazi kuri jewe, ariko ugwaye ingwara y'umushishito. Umugabowawe yicaye impande yawe. Arafise ikintu kitadenda neza ku gutwi kwiwe. Izinaryawe ni Czap. Muri abo ntazi. Ntimuri ab'ino. Mur'abo i Michigan. N'ivy'ukuri,zungagiza ibiganza vyawe. Subira i Michigan, ukize. Ukwizera kwawekuragukijije. « Hamwe mwoshobora kwizera, vyose birashoboka. »

254 Urya mupfasoni mutomuto afise ingwara yo mumuhogo, yicaye hano inyuma ku mpera, ava muri Georgia, yambaye izera. Subira,hariya muri Georgia, ukize. Yesu Kristo aragukijije. Uravyizeye ?

Umupfasoni yicaye harya, ariko arandaba, nezana neza ku mpera y'intebe. Agwaye ingwara ya sinus. Avyizeye, Imana izomukiza.Mupfasoni Brown, niwizere n'umutima wawe wose, Yesu Kristo azogu…Uri uwo ntazi,ariko arakuzi. Egome. Uravyizera ? Duza ukuboko kwawe. N'ivy'ukuri.

Uwo aryamye ngaha kur'ako gatanga. Mubwirearabe hano. Agwaye igihe kirekire. Iyaba noshobora kumukiza, nobikoze,mushinganta. Sinshobora gukiza. Si uw'ino ; yaje ava kure. Ur'uwo iMissouri. Ingorane zawe n'izimbere. Ariko hamwe wokwizera n'umutima wawe wose,kandi ntukekeranye, Yesu Kristo arashoboye kugukiza ; kandi urashoboyegusubira i Missouri, ukomeye, ugatanga intahe yawe. Uravyizera ? Rero,vyemere, utore agatanda kawe uce utaha muhira. Yesu Kristo aragukijije.

255 Murizera ? Ibi n'ibiranga Ukubahokw'Umwami Ahoraho. Ubu rero muravyizeye, n'umutima wanyu wose ? Rero,vy'ukuri yakoze umuzingi, ukikije iyi nyubakwa. Muravyizera n'umutima wanyuwose ? Murizera ko muri mu nyonga ziwe.

Ubu rero, murizera kandi muremera ko muriumwe mu baganza bubwo Bwami ? Duza ukuboko kwawe. Yesu yavuze ati :« Ibi bimenyetso bizokurikira abizera. Nibarambika ibiganza vyabo kubagwaye abagwaye bazokira. » Turi bamwe n'abandi ; uri igice canje,ndi igice cawe ; twese turi igice ca Kristo. Rero, twese, rekaturambikaneko ibiganza vyacu.

Ng'uyu hano, wa mugore yari ku gatandayavyutse, ariko arazunguruka hirya no hino, aritahiye muhira kugira akire.Amen.

256 Murakize, mwese, hamwe mwovyizera. Ubu rero,nimushireraneko ibiganza, kandi mur'iki gice ca Kristo. Musengera umuntumwashizeko ibiganza, mu buryo ubwo ari bwo bwose mushaka.

Mwami Yesu, turakumenya kuri ngaha. UriUmwami wacu ; uridondora hagati yacu. Turagushimiye kur'uku Kubaho. KandiMwami, wavuze uti : « Nimwabwira uyu musozi muti : 'Randuka,'ntimubikekeranyeko ; mukizera kw'ivyo mwavuze bizoshika, murashobora kubironka,murashobora kuronka ivyo mwavuze. »

Rero, mu kwubaha iryo tegeko, mu kubahaIjambo ry'Imana ridashobora kunanirwa, twebwe nk'abaserukizi bawe, bavuye kumamayili kwadarato igihumbi n'amajana atanu, nka kurya kwa ca Gisagara,turabwiye Satani, wa mugwanizi yatsinzwe tuti : « Iherezo ryawen'ukuzoturirwa. Turi abaserukizi ba ca Gisagara gifise ishusho y'ikwadarato,Igisagara Umwagazi ari We Muco. Turi imero yagaragajwe y'Imana Mushobora vyose,iyo Yesu Kristo yacunguje ubuntu bwiwe. »

Satani, sohoka, uve muri buri mugwayi aringaha, mw'Izina rya Yesu Kristo. Ibiganza vyera vyacunguwe, kubera bizeraIjambo kari bari imero z'iciyumviro c'Imana, aka kanya ivyo biganzavyarambikanyweko. Ntushoboye kubandanya ubafata. Sohoka, mw'Izina rya YesuKristo !

257 Ubu rero, mw'Izina ry'Umwami Yesu, aka kanya,ari ngaha. Ijambo ryiwe rivuga kw'ari ngaha. Ukubaho kwanyu n'ukwizera kwanyukurabivuga, muri umwe mu baserukizi. Buri ngero yose ipima isi twoshoborakwerekana, niyo. Mbega murashobora kumenya ko muri abahungu n'abakobwa bacunguwen'Imana ? Muramenya ko aha ariho Muhira iwanyu ? Aha niho muteramuja.

Nico gituma mwaje ngaha, nico gituma mwajekuri Kristo, muriko murafungura Ijambo ryiwe. Kandi namba mushobora kuronkaumwanya nk'uwu, muri ngaha, biciye ku mero zayo zagaragajwe, bizomera gutenitwinjira mu Kubaho kwiwe ? Oo, bizoba ari vyiza cane ! Umwe wesemuri mwebwe arafise uburenganzira bwo gukiza abagwaye, kurambika ibiganzavyanyu ku bagwaye. Umwe wese muri mwebwe arafise uburenganzira bwo kubatiza.

258 Namba hariho umuntu kanaka ari ngahaatarabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, ikidengeri kiruguruye.

Ubu nibwo buryo bumwe gusa muza kubikoramwo,egome, ukwo n'ukuri, n'ukubaha buri Jambo. Mwibuke, akace gatoya k'Ijambo,mw'itanguriro, katumye habaho icaha cose kiri kw'isi. Yesu yavuze ati :« Uwo wese azokurako Ijambo rimwe kur'Iri, canke akongerako ijambo rimwe,ntazokwinjirayo. » Izina ryiwe rizoca rikurwa mu Gitabo, akimara kubikora.

Kandi nta hanyu na hamwe muri Bibiliya ahoumuntu n'umwe yigeze kubatizwa, mw'Ishengero, mu bundi buryo atari mw'Izina ryaYesu Kristo. Namba utarabatizwa uko, vyoba vyiza ubikoze.

« Oo, » muravuga muti :« Nta tandukaniro na rimwe bitanga. » Vyararigize kuri Eva.

Satani yavuze ati : « Oo, muvy'ukuri, Imana, urazi ko Imana… » Ariko, yarabikoze. Niko yavuze.

259 Yahaye Petero impfunguruzo z'Ubwami, kandiicaboshwe ku munsi wa Pentekoti caboshwe ibihe vyose. Nico gituma Umugeni azamu kwerekanywa imbere y'igihe, incuro ya kabiri ; hategerezwa kubahoIshengero ryahamagawe mu minsi ya nyuma, neza na neza, nk'uko ryariho mu minsiya mbere. Igiti cavuye ku mizi, kirakura gushika ku Giti c'Umugeni, nk'ukocabikoze mur'ico gihe ; igikorwa gihambaye c'Imana kandi, nk'uko nabivuzeharaciye iminsi y'Iyinga ibiri, kugira kijanwe muri ca Gisagara. Imanaibahezagire. « Ubu ndizeye. »

260 Satani yatsinzwe. Arabizi. Ari kw'isi. Arikoagendagenda nk'intambwe yivuga. Nta gihe kinini gisigaye ngo a-…Oo, arangire.Arazi igihe ciwe. Ariko agendagenda nk'intambwe yivuga.

Ariko mwibuke, Umwami w'Amahoro ahagazeiruhande ; Umwe Ahambaye w'Imana. Umwubatsi w'ukubaho kwanje, Umwubatsiyanyubatse ico ndi, yukubatse ico uri, ari hano. Namba Umwubatsi, azi ukuntuateraniriza hamwe inyubakwa, ikibanza cayo kibereye, ninde abizi neza kurushaUmwubatsi ? Kandi ari ngaha kugira yemeze, We ubwiwe, kw'ari ngaha.

Rero bivana n'ukwizera kwanyu. Mwizere,mwizere gusa ! Egome.

Nd'imbohe y'ico Gisagara ciza cane

Umwami wanje yateguriye abiwe ;

Aho abacunguwe bose b'ibihe vyose

Bazoririmba « Ubwiza ! »bakikije ya Ntebe y'Inganji Yera.

Rimwe na rimwe ndakumbura Ijuru, (Igiheibi vyose bizoba birangiye !)

N'ubwiza nzokwihweza ndi hariya :

Oo, mbega umunezero uzobayo ninabonaUmukiza wanje,

Mur'ico Gisagara ciza cane c'inzahabu !

261 Mwibuke, kw'ishengero, kur'uyu mugoroba, baza kuba bariko baratangaingaburo yera. Namba uri hano mu gisagara, ukaba wipfuza kuza, twonezerezwa nokukwakira. N'icibutso c'ivyo tuzorya, umwe mur'iyi minsi, turi kumwe na We.

Ndabakunda. Sinzi ukuntu nobivuga. Ndibaza ko muri umunyu w'isi. Kandindumva ingeso yanyu aho hanze mw'isi, rero ivyo birampa icizere kinini kurimwebwe.

Ariko, mwiyumvire, uyu mugwi mutoya uzoba, mwiza cane nk'uko tumeze,uzosanzara umwe mur'iyi minsi. Tuzogira inzozi c'ibi. Ariko bishitse umwe muritwebwe akapfa imbere yuko twongera kubonana, tu…

Tuzohura murica gitondo, iruhande ya rwa ruzi rubonerana,

Igihe umubabaro wose uzoba wakuweho ;

Nzoba mpagaze iruhande y'urugi, igiheamarembo azokugururwa hose,

Ku mpera y'uyu munsi muremure w'ubuzimabw'umuruho.

Tuzohura muri ca gitondo, iruhande ya rwaruzi rubonerana, (Nazimiriye hagati.)

…iruhande y'uruzi, hamwe n'izamurwa,ubugenzi bwacu buzogirwa bushasha ;

Rero nzobabona, ndabamenye.

Muzomenya muri ca gitondo, kubw'akamwemwekazoba gafutse mu maso,

Tuzohura muri ca gitondo, muri caGisagara, cubatswe mw'ishusho y'ikwadarato.

262 Murayikunda ? « Kugeza ahotuzobonana ! » Ubu rero reka duhagarare. Nutware Izina rya Yesu, duheumudiho.

Muramukunda ? Mbega si mwiza cane ?Murizera kw'uku ari Ukuri ? Mbega mutera muja mur'iyo nzira, kubw'ubuntubw'Imana ? Kugeza aho tuzoshikirayo :

Nutware Izina rya Yesu,

Nk'inkizo ikingira imitego yose ;

Kandi iyo ibigeragezo vyiyegeranirijehirya no hino yawe,

Niwongorere gusa iryo Zina Ryera mumasengesho.

Nico gusa cogukora, gushika aho tuzongera kubonana. Neza cane.

Nutware izina rya Yesu,

Mwana w'intimba na…[Umuntu kanaka aravugaati : « Ku mugoroba ? »—Umw.] (Oya.)

Rizoguha umunezero n'ukwirurwa,

Rijane aho uja hose.

Izina ryiza cane, O es'ukunturiryoshe !

Icizigiro c'isi n'umunezero wo mw'Ijuru.

263 Rero, nategerezwa gusimba Ubutumwa bwanje.Umunsi umwe, Umwami abishatse, nzogaruka, mfate utu « tuyira, »ndadutore, murabona, aho dushobora kuronka umwanya munini. Mwaguma mwidogakubijanye n'ukutaguma ngaha umwanya ukwiye vy'ukuri. Uno munsi, twawuronse.Harashushe. Ariko, rero, Imana ibahezagire. Ndakunda uku kuririmba.

Umubanyi wo ngaha, yavuze, irindi joro igihebazimya igisanzaza amajwi co hanze, yavuze ati : « Nanezerejwen'Ubutumwa cane, ariko none kuber'iki mwaciye muzimya kurya kuririmba kwizacane, murabona, hanze ? » Rero, mubanyi, namba uriko urumviriza murikano gatondo, ndizera ko dufise ababanyi beza cane ngaha muri Jeffersonville.Duhagarika imiduga yacu imbere y'amazu yabo n'ibindi vyose ; nta na kimwebavuga kur'ivyo ; turibandaniriza gusa. Rero, turabashimiye mur'aka kanya.

Oo, es'ukuntu ari mwiza cane ! Imanaibane namwe rero.

…Izina, es'ukuntu riryoshe!

Icizigiro c'isi n'umunezero wo mw'Ijuru.

Kugeza aho tuzobonana!

Reka twunamike imitwe yacu. Umwungere arazakuturungika, mu kanya gatoya. Imana ibane namwe!

…Duhurire ku birenge vya Yesu ; (Kurica Gisagara gihambaye, kuri ya Ntebe y'Inganji.)

Kugeza aho tuzobonana! Kugeza ahotuzobonana!

Imana ibe hamwe namwe kugeza ahotuzobonanira…

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7